# Ca Kimenyetso

Jeffersonville, Indiana, USA
01 Nyakanga 1963 Mu Gatondo

1 Murashobora kwicara. Ndabaramukije mwese! Ndanezerejwe no kubona ndi mu gikorwa c'Umwami kano gatondo, nongeye kugaruka. Sinarinzi ko twogarutse canke tutogarutse, ariko Umwami yaciye inzira, none twagarutse kubw'igikorane uno munsi.

Twiteze ibihe vyiza cane uno munsi, kano gatondo, muri kino cigwa c'ishure ryo kuw'Iyinga, mw'Ijambo. Kandi ku mugoroba haraza kwongera kuba igikorane co gusengera abagwaye, kiza gikurikirwa n'igikorwa c'ingaburo yera.

2 Ubu dufise igi - igikorwa co guhezagira umwana, ndizera i…. Mwene Data Neville yariko ambarira yuko hariho umuntu afise umwana wo guhezagira. Sinzi rero ko bozana uwo mwana muri kano kanya. Mwene Data, canke umwe muri bo agume ku kinanda, nako kuri piyano. Hanyuma begereze uwo mwana, hanyuma turamuhezagira kugira dushobore kwinjira mw'Ijambo ry'Imana twihuta ukwo dushoboye.

Kuko dukunda kwi - kwishimikiza Ijambo. Ico - ico ni co kintu ca nyamukuru, guha vy'ukuri umwanya wacu Ijambo ry'Umwami. Nuko turashima cane kubwa kano karyo ko guhurira hano namwe mwese uyu munsi, no ku… hamwe na kino -kino gikorane.

3 Nshobora kuba nihenze. Nivyo, mushikanje. Ni - ni - nibajije ko ari kwo vyāri. Ngira ni ukwihenda gusa. Neza. Bishoboka ko ari ukwihenda gusa. Ni vyiza. Ndabashimiye cane, ntaco bitwaye. Ngira ibi, nibaza ko vyaciye ku wundi muntu, vyaciye ku wundi muntu, ninaco catumye bisa n'ibigora gatoyi.

Mbega kano kanya mwese mwiyumva neza? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.]… ?… Ishimwe ribe iry'Imana! [Mwene Data Neville avuze ati: "Ng'uyo arabazanye." -Umw.] Rero, ôo, egome! Ng'utwo twa twana duto. Murantunga. Ndi. Neza, mwoshobora ga mukurambere?

["Ego mushingantahe."] Ego, ese udukobwa tubiri twiza, udukobwa twiza tw'amaso meza! Huh? Ni twiza! Yitwa nde? Raba hano! [Nyina avuze ati: "Jennifer Lee" -Umw.] Jenny? ["Jennifer Lee"] Jennifer Lee. Izina ry'umuryango ni nde? [" Serept."] Muva he gamushiki wacu Lee? [I "Versailles, muri Illinois"] Versailles, Illinois. Ukuntu ari vyiza!

4 N'uko, tuje muri Bibiliya. Ubu, mu bisanzwe, ba - baragira ivyo kubatiza abana; kubatiza abana ntituvyizera kuko bo ntibaba baracumura, kuko baba ari bato cane. Mugabo turizera ivyo gushikanira abana Umwami. Ubu naho twe n'uwo mukurambere turarambika ibiganza kuri aka kana gato. Jenny, niko uvuze? [Mwene data Neville ati: "Jennifer" -Umw.] Jennifer. Vyiza. Twunamike imitwe yacu.

Data wo mw'Ijuru, nk'uko kano gatondo tuKuzaniye kano gakobwa gato, kitwa Jennifer, nyina n'abandi bakundwa bakazanye bávūye kure, kugira ngo bamushikanire Umwami. Turazi ko mu gihe caWe warâmbitse ibiganza vyaWe ku bana bato nk'aba, kandi - kandi Wavuze Uti: "Nimureke abana bato baze kuri JeWe, ntimubabuze kuko Ubwami bw'Ijuru ari ubw'abameze bartyo." Kano kanya turamuGuhaye, kubw'ubugingo bw'igikorwa, mw' Izina rya Yesu Kristo. Amen.

5 Ako kandi gakobwa kitwa ngw'iki? [Nyina w'umwana avuze ati: "Connie Lynn." -Umw.] Connie Lynn. Vyiza, Connie muto, utumye numva umengo mbaye mutoyi nka we. Ôo, wagize ubwoba? Mfise amakenga ko bihava bidakunda, muvyeyi. Vyiza. Twunamike imitwe yacu.

Mwami Yesu, uyu muvyeyi yatuzaniye kano kana Connie muri kano gatondo kubw'igikorwa co kumushikanira Ishobora vyose. Wamúhāye uno mwana, ngo amurere, none amuzaniye Wewe, hamwe na karumunawe. Ndasenze, Data wo mw'Ijuru, ngo Ugire imbabazi. Uhezagire uwo muryango. Uhezagire kano gakobwa. Natwe aho tumurambitseko ibiganza, mw'Izina rya Yesu Kristo, tumuhaye Wewe kubw'ubugingo bw'igikorwa. Amen. Imana Ibahezagire n'abo bana banyu bato.

Bagenzi, twaronse abana benshi uno munsi!

6 Kano gahungu kitwa nde? [Nyina avuze ati: "Joel Lee Watson." -Umw.] Joel Watson ["Joel Lee"] Joel Lee Watson. Mbega umuhungu mwiza, w'amaso manini meza asa n'ubururu! Ôo! Mbega mwese muva he? ["Easterman, Georgia."] Muri Georgia. ["Um-hum."] Namye nibaza ko muri abo mu Bumanuko. Sinarinzi… ["Neza, muhira mu micungararo y'i Tifton. Ni hariya epfo nyene."] Ôo, egome. Ôo, mwaramutse! Ng'aka agahungu keza ko muri Georgia, nako, huh? Ni vyiza mushingantahe. Egome, mushingantahe, ivyo ni vyiza cane. Nawe arashobora kuvuga. Sivyo? Twunamike imitwe yacu.

Data wo mw'Ijuru, tuzanye kano gahungu gakundwa nkuko nyina na se bahagaze hano mu - mu kubana kwabo, Wabáhāye kano gahungu ngo bakarere none bakakugarukaniye. Ese ingene ari ishusho nzi - nziza, ni nka bimwe vya Hana, hamwe kera, aho yasênga asába umwana; kandi - kandi Imana Yaramuhaye umwana nawe aca amugarukana mu rusengero rw'Imana kugira ngo amuhezagize. Utwemerere, Mwami kugira ngo aka gahungu gato kaze kabe umukozi waWe, se na nyina bazebahezagirwe, bagire amagara n'inkomezi zo kumurera. Kaze karambe, kagire ubuzima bw'umunezero, kandi kazovemwo umukozi waWe nk'uko tumuGushikirije mw'Izina ryaYesu Kristo. Amen.

Ibahezagire! Muze mumugire umugabo ameze neza, kumbure uwundi muvugishwa muto nka Samweli.

7 Ehe ubu naho utundi duhungu tubiri twiza. Ôo! Ni batatu aho? Neza, uwo ni umuryango wose. Witwa nde? [Uwo muhungu avuze ati: "Michael"] Michael. Nawe?[Uwo wundi muhungu avuze ati: "Paul"] Paul. Mbega amazina meza! Nawe? [Uwo mukobwa avuze ati: "Debbie"] Debra. Iryo ni ryiza koko. Michael, na Paul, na Debra. Izina ry'umuryango? [Se avuze ati: "Ellis"]. Ellis? ["Egome."] Vyiza, ndababwire, uyu ni umuryango muto mwiza udasanzwe.

Murazi, iyo mbonye abana bato nkaba, binyibutsa igihe nari agahungu gatoya, murabizi ko hariho umugani wa kera uvuga ngo: "Ubu babahonyora ku birenge, hanyuma ku mutima" ariko sinizera ko ariko bizoba igihe tubashikaniye Umwami. Hano turafise inshingano, kandi Imana ivyo yabishize mu biganza vyanyu. Yakugize umuvugabutumwa. Murazi, nama mvuga igihe cose ku bijanye n'abagore b'abavugabutumwa, ariko buri muvyeyi wese ni umuvugabutumwa; ng'iri ikoraniro ryiwe, murabona, ategerezwa kurera neza abana, mu gihe se aba ari gukora. Kandi murafise inshingano. Imana Ibahezagire mwempi. Mufise umuryango muto mwiza.

8 Data wa twese wo mw'Ijuru, tuzanye uno Machael muto, asa nk'uko ari we mfura. Tumushizeko ibiganza vyacu, mu kumushikanira Yesu Kristo. Umuryango wiwe wazanye abana bato bawo kuko ibi Wabishize mu nshingano zabo - zabo, kandi barazi yuko batihagije ubufasha bwaWe budahari, none bazanye umuryango wabo muto, ngo babashikane.

None ndaGuhaye uno Michael muto hano, kubw'ubugingo bw'igikorwa, mw'Izina rya Yesu Kristo. Nkuko nyene, turarambitse ibiganza kuri uyu Paul muto, kandi dushikaniye ubugingo bwiwe Yesu Kristo, kubw'ubugingo bw'igikorwa kubw'ubwiza bw'Imana. No kuri uno Debra muto, Data, tumurambitseko ibiganza, tumushikana, nk'icibutso ca Yesu Kristo, We Yarâmbitse ibiganza vyiWe kubana bato, avuga ati:"Nimubareke baze kuri Jewe; ntimubabuze." Reka buno bugingo bw'uyu mukobwa muto buhezagirirwe mu Bwami bw'Imana. Uhezagire se na nyina, barambe, bagire ubuzima bw'umunezero, baze bibonere abana babo mu gikorwa c'Imana. Dusavye uyu muhezagiro kubw'ubwiza bw'Imana, mu gihe tubashikanye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Ibahezagire! Ibahezagire! Muri umuryango muto, mwiza. Egome

9 Mbegai… Murazi ico niyumvira? Abakobwa batobato batera baba, ubu ni beza gusumba ukwo vyǎri biri igihe narí umuhungu mutoyi. Egome, mushingantahe. Mbega amaso manini meza! Yitwa nde? [Nyina avuze ati: "Joanna" -Umw.] Joanna. Izina r'umuryango ni…[Se avuze ati: "Blair"] Blair, Joanna Blair. Mwebwe muriko muraba inyuma, mbega si mwiza? Egome, mushingantahe. None n'amaki ga Joanna, huh? Ko umengo ufise udusoni, uh-uh, Joanna, asa n'ufise udusoni. Akana gato k'igikundiro. Twunamike imitwe yacu.

Datawa twese wo mw'Ijuru, uyu muryango wa ba Blair wararonse ino mpano ivuye kukunywana kwabo, uyu Joanna muto. Kandi turazi yuko iminsi ari mibi, aho Satani atera ku mpande zose, na cane cane abakobwa bato. Barazi ko batokwishoboza ku - kumurera neza. Bashaka ko akura neza akaba umusavyikazi wawe. Kandi bariko barera uyu mukobwa muto kugira ngo aguheshe icubahiro. None baramukuzanye, bamushikaniye Wewe. Tumurambitseko ibiganza vyacu, mw'Izina rya Yesu Kristo, mu gihe dushikaniye uno JoannaBlair muto Ubwami bw'Imana, kubw'ubwiza bw'Imana. Amen. Imana iguhezagire Mwene Data Blair. Umwami abane na we.

10 Mwaramutse mushingantahe! [Se w'umwana avuze ati: "Mwaramutse." -Umw.] Ehe ingene ari umuhungu mwiza! Hewe, amakuru maki? Ôo! Wari kuba usa neza gusumba iyo uhindukira nk'uku. Ego mushingantahe. Afise agatwe gatoyi, no mu maso bijanye. Huh? Yitwa nde? ["Daniel Mark"] Daniel Mark. Izina ryawe naryo ry'umuryango? ["Mark Harden"] Harden. ["Harden"] Harden, Daniel Mark Harden. Woba uri uwo mu micungararo y'aha ga Mwene Data Harden? [Mwene Data Harden avuze ati: "Ubu mba mu gisagara c'i Melkerk." -Umw.] Egome, mushingantahe. Uvuka he? ["Ndi imvukira yo muri Leta ya New York"] Muri Leta ya New York. Umu Yankee, neza. ["Ego"] Vyiza, ni Leta ihambaye. Ndafise abantu b'iwacu bamwe babayo. Data wacu aba i Plattsburg. Mperuka kugira ibihe vyiza i New York. Nzoja hariya mu gikorane canje gikurikira, mu gisagara c'i New York, hariya mw'Ishengero ry'Urutare. Vyiza. Rero uvuze ngo yitwa Mark? [Se avuze ati: Daniel Mark. -Umw.] Daniel Mark, mbega agahungu keza! Twunamike imitwe yacu.

Mwami Yesu, turakuzaniye uno Daniyeli Mark muto, mu gushikana ubugingo bwiwe. Uyu mwana muto yashizwe mu maboko ya se na nyina, ngo bamurere ukw'Imana Ishaka. Kandi barazi yuko batihagije, rero baramuKuzaniye, Mwami, kugira ngo Uhezagire ubugingo bwiwe. Kandi, ubu, turazi yuko kino gihe tubayemwo ari kibi. Turabona aba bana, ariko ntituzi ico ejo habitse, ariko, ivyo ari vyo vyose, tubashize mu biganza vyaWe. Turambitse ibiganza kuri akagahungu gato, kandi tuGushikaniye ubugingo bwako, kubw'ubugingo bw'igikorwa mu Bwami bw'Imana, tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen. Imana Iguhezagire, mwene Data. Ni umuhungumwiza. Kandi Iguhezagire mwana muto, Mark.

Ôo…zizane zizane

Zan'izo ntama ziri mu vyaha

Zinane, zizane

Ôo, zana abana kuri Yesu.

Ni vyiza cane! Urakoze, mushiki wacu.

11 Ni bangahe bări hano ku w'Iyinga, băsengewe ku w'Iyinga būmvá ingaruka kandi būmvá ko bākizé? Nimuduze ibiganza vyanyu, abăsēngewe. Ôo, bagenzi, ndabira hano, ni hafi bose.

[Mwene Data Neville avuze ati: "Haleluya! Mbega ibi si vyiza cane! Imana Ihabwe icubahiro! Iyi ndwi yose, yari iheze ndavyumva."-Umw.] Egome, mushingantahe. Nanje nyene naravyumvise. Numva nokwiyicarira, nkumviriza gusa, murabona. Murabona, hari ikintu kiríko kirabá, nzokibabwira hanyuma, rimwe na rimwe, murabona, bi - biba biteye igomwe kandi ari vyiza cane. Kandi iyaba twa… tuzobivugako, mu kindi gikorane kanaka, ikindi gihe. Niho bigitangura gushika, turashima cane ku bw'ivyo.

12 Nahora hariya epfo muri Kentuky, nk'uko nāmá ndabigira buri mwaka, nāmá manukayo. Nari kumwe na bamwe mu bagenzi banje hariya. Si ukuja guhiga imihare gusa, kandi ivyo murabizi, murabona. N'uko turiko túgira ibihe vyiza cane, kandi turashimira Umwami!

13 Ubu nca nja, nca nja i muhira inyuma y'iki gikorane. Hanyuma rero, kandi tugi… Inyuma y'igihe gito, nzoca nongera ndahacé ngárutse, ngîye i NewYork mu gikorane. Hamwe twogira amahirwe meza tugahagarara gatoya, kubera, tu…twonezerwa no kugira ikindi gikorane muri rino Hema.

Munyuma nzoca ngaruka nce ng'aha, ngiye i Shreveport. Hanyuma duce dusubira muhira, Umwami abishatse, ntegekanya kumara uburuhuko hano, ngarukanye umuryango. Kandi - kandi rero nshaka ku… Hanyuma igikorane nzôgirīsha i Phoenix, kizoba mu kwa mbere. Ni Igikorane ca buri mwaka c'Abakristo b'Abadandaza. Kandi nk'indwi imwe canke iminsi cumi imbere y'ivyo, nzogerageza gu - gukota ya nzu ni… ya ba bantu bīyítīrira Izina rya Yesu; Mwene Data Garcia na wa - wa mwene Data w'Umu esupanyore nibo bāhora báfise ikibanza kinini ciza cane. Baheruka kuhubaka vuba. Hazoshobora kwicarika abantu ibihumbi vyinshi, haracari hashasha, kandi ikoraniro ryabo ni ritoyi cane. Bămbariye yuko nshobora kuhakota igihe cose nzoba nshatse.

Aho kuguma gusa nsa - nsamara, nzunguruka mu kiyaya, mva mu rusengero nja mu rundi, nibaza ko nzoyahuriza yose mu gikorane kinini, murabona, hanyuma tukigirire ngaho.

14 Kandi turashora no gukota ihema. Tugiye kuraba ko twobishobora, hanyuma tugire ikoraniro ry'Abakristo b'Abadandaza.

N'uko túkirindiriye ko ivy'ingendo zo hakurya y'amazi bitora umurongo, tuzogerageza kugira ibikorane epfo mu bumanuko, mu kwezi kwa Mbere, kwa Kabiri n'ukwa Gatatu mu ntara z'Ubumanuko. Munyuma - munyuma tu… kuko, hamwe twotangura ubu hanyuma tukaja muri Afrika… Murabona, iki gihe ca Noël kuri bo, ni itariki zine z'ukw'Indwi. Murabona, ni-n'igihe c'imvura kandi kibi, nta woshobora kujayo muri ico gihe, igihe ciza co kujayo rero ni mu minsi iri imbere.

Nitwabishobora naho dushaka gutangurira muri Norveje hanyuma tumanuke tuzunguruke isi, hanyuma twinjire muri Afrika niho tuzohereza Umwami niyabishaka.

Ariko mudusengere. Kandi turabakunda, ivyo murabizi. Rero twiteze ibirengeye cane ivyo twoshobora gukora, ndetse no kwiyumvira ko Umwami Ashoboye gukora.

15 Twizera ko kur'uno mugoroba haza kuba igikorane gihambaye co gusengera abarwaye. Ndizera ko haza kuba… sinza kuvuga vyinshi, nza kuvuga bikeya cane kuko turafise ingaburo yera kur'uno mugoroba. Ndavuga nk'iminota mirongo ibiri canke mirongo itatu hanyuma hace habaho umurongo w'abasengerwa, hanyuma- hanyuma ubwo nyene ivyo biheze duca tugira-tugira isangira ryera.

Turabatumiye mugumane natwe, vyotunezera. Ntitugira ingaburo yera twenyene, n'ivy'uwizera wese, uwizera wese.

Imbere yuko dusoma Ivyanditswe, nipfuza ko twokwunamika imitwe yacu akanya gato.Nshaka gusaba umugenzi wanje mwene Data Lee Vayle ko yoturongora mugusenga, kugira Imana ihezagire Ijambo ryayo. Mbega Mwene Data Vayle woshobora kubidukorera? [Mwene Data Lee Vayle aciye asenga. -Umw.] Amen. Biduhe, Mwami. Biduhe, Mwami. Egome Mwami. Amen!

16 Ubu naho n'umutima wacu wose, duciye bugufi cane twegere Ijambo. Nipfuza ko muri kano gatondo dusomamu Kuvayo igice ca 12 hanyuma dutangurire k'umurongo wa 12, umurongo wa 12 na 13 urímwo. Mwumvirize nezaubu. Hanyuma imbere y'ingaburo yera kur'uno mugoroba, dusome igice ca 12 co-comu Kuvayo igice cose; kuko aha ku murongo wa 11, ni ukwitegurira urugendo,n'isangira imbere y'urugendo. Dushaka turabe ibi duciye bugufi cane. Umurongo wa 12 w'igice ca 12:

Kuko mur'iryo joro nyene Nzoca mu gihugu ca Egiputa nkicaabana bose b'imfura bo mu gihugu ca

Egiputa uhereye ku muntu no ku gitungano; kandi imana z'abanyegiputa zose, amatekanziciriyeko yose nzoyashitsa: Nd'Uhoraho.

Ayo maraso azobabera Ikimenyetso ku mazu muzoba murimwonaNje aho Nzobona ayo maraso Nzoharengana, nta cago kizobazako ngo kibarandureigihe Nzotera igihugu ca Egiputa.

Umwami ahezagire Ijambo ryiWe ryera!

17 Nashaka rero gukura umutwe w'ubutumwa ngaha, akajambo k'indome zitanu gusa: Ikimenyetso [Mu congereza "Token." -Umw.] Ikimenyetso! Nshaka kuvuga canke kwigisha iki cirwa c'ishure ryo kuw'Iyinga kur'iri jambo "ikimenyetso". Aha Bibiliya ivuga iti: "Amaraso azobabera ikimenyetso." Kandi dushaka gukoresha ijambo "Ikimenyetso."

18 Ubu ntitubizi; iyo nitegereje kw' isaha, nkabona hageze, eeh, ibi ni… Mfise Ivyanditswe vyinshi vyanditse hano. Atari…kandi nkaba nzi ko ngiye kumara igihe tutari kumwe. Mbe twomenya gute ko ubu atoba ari bwo bwa nyuma kuri bamwe muri twebwe bwo guhurira hamwe, reka rero tugerageze kwegera Ibi n'uguca bugufi cane.

Ndaziko bigoye. Umwami Yaduhaye igitondo ciza, kandi-kandi, c'ugukorana, koko ciza. Reka rero tugerageze gushira umutima kur'ivyo vyose tugiye ku-kuvugako kugira ngo… Nimba harimwo ico Umwami agomba ko mumenya, tugihabwe.

19 Ntiduhagaze hano kugira ngo batubone gusa. Ntitwigera tuza hano kugira ngo abandi babone imyambaro twambaye. Canke… Twaje hano kubw'ikintu kimwe, nk'uko mwene Data yasēnzé iryo sengesho: "Turi ngaha ngo twumve Ijambo, Ijambo riza kuri twebwe." Dushaka Ico, kuko ni co conyene cotugirira ikimazi, ni co conyene gifise akamaro, ni co conyene codufasha.

20 Turi abantu bari ku mpfiro. Ibiremwa-muntu vyose bigenda vyerekeza mu Bihe Bidashira. Kubw'ivyo dufise uno mwanya kugira ngo dufate ingingo ku nzira tuzojana. Inzira iri imbere yacu; dushobora gufata uruhande dushaka guhitamwo. Uko ni ko Yashizeho Adamu na Eva kandi natwe ni kwo adushizeho.

21 Tubwirizwa kwibuka ko, ivyo twokora vyose, canke ukwo twororanirwa kwose muri ubu bugingo, tutagira Kristo tuba dutakaje vyose.

Nimba rero We... Nimba ari We vyose ivyo turondera , twoba turi abantu b'ibipfu gusumba abandi bose hamwe tutoMwakira ngo-ngo tuMukunde cane. Atarí ukumwakira gusa aríko n'ugushika ku kintu gihambaye gusumba ivyo. Umáze kuMuronka ntuMufate ngo uMushire mu kabati. Ni ukuMukoresha.

Ni nk'uko woja ku muganga kurondera umuti, hanyuma ukawushira mu kabati. Ugiye kurondera umuti, uwo muti ni kuwufata. Nimba hariho ingwara ikubabaza hanyuma uwo muti ukaba ari wo wagufasha, wakire ivyo aguhaye kandi uwufate nk'uko yabikwandikiye, kuko vyoshika iminota mikeya gusa igatuma habaho ubudasa mu buryo bwo kuwufata.

Mbega twomenya gute… Ariko muri ibi, uno musi, umwanya gusa wo gufata ingingo ushobora kwerekana neza iherezo ryawe ry'Ibihe Bidashira. Vyakire nkuko We abiguhaye.

Ikimenyetso " Amarasoazobabera ikimenyetso."

22 Ubu naho, mu gutangura, mbega ikimenyetso ni iki? [Mu congereza "token"] Ni ijambo twebwe abavúga icongereza dukunda gukoresha cane cane aha muri Amerika.

Ikimenyetso [Mu congereza " token"] ni…Mu vy'ukuri kazinduzi ivuga ko ikimenyetso [mu congereza "token"] ari icemeza [mu congereza " sign"]. Ivyo vyemeza ko ikiguzi c'urugendo cārishwé, murabona ko u-urugendo, nakwo ikiguzi, ikiguzi gisabwa cāmazé kurihwa. Nk' ikiguzi c'ikibanza muri gariyamoshi canke mu modokari.

Urinjira hanyuma ukariha i-itike yawe, hanyuma bakaguha agatike, kandi ako gatike nta kindi ushobora kugakoresha atari kuri iyo nzira y'igariyamoshi. Ni ikimenyetso kw'ishirahamwe riraba ivy'amagariyamoshi, ko warishé ikiguzi c'urugendo rwawe. Ni ikimenyetso, kandi nta kindi kintu ushobora kugikoresha. Ntigikora ku yindi nzira. Gikora gusa kuri iyo nzira yonyene. Kandi ni… ni ikimenyetso.

23 Ivyo turiko tuvugako, ngaha dutanguriye, ni Imana Ibwira Isirayeli Iti: "Amaraso y'umwagazi w'Intama, ni co kimenyetso canyu."

Umwagazi w'Intama wa Isirayeli, wakeréwe, cări co kimenyetso căsabwa na Yehova. Yabwîrizwa kuba amaraso. Imana yagíze ikimenyetso igiha Isirayeli; nta kindi kimenyetso cări gukora, murabona, nticări kwemerwa.

24 Kw'isi ni ubupfu. Ariko ku Mana ni yo nzira yonyene. Ikintu conyene Isaba ni Ikimenyetso. Kibwirizwa kuba kiri aho. Kandi ntushobora kuronka ikimenyetso ikiguzi kitārishwe, aho rero uca wegukira ico Kimenyetso kiguha u-uburenganzira bwo kurengana mu mwidegemvyo.

“Ninabona amaraso, nzobarengana.” Ese igihe, cose, ese amahirwe, kumenya ko mufise muri mwebwe Murekarengane.

“Ninabona amaraso, Nzobarengana”

Ni co kintu conyene Azokwemera. Nta kindi gishobora gufata ikibanza caCo nta kigisubirira, nta dini na rimwe, nta kindi na kimwe. Hasabwa iCo. Imana yavúze iti: “Ni Co conyene Nzôrâba” Ntaco bivuze uko bäba ari abagororotsi, uko bäba bámeze neza, uko bäba barize vyinshi, uko bäba bambaye, ikimenyetso cări co kintu conyene. “Ninabona ikimenyetso, Nzobarengana”.

Amaraso cări ikimenyetso c'uko i-ivyăsabwa na Yehova vyāshikijwe, ko vyākozwe. Amaraso yabâye ikimenyetso. Amaraso yarí Ikimenyetso. Murabitahura? Ubugingo bwa…

25 Imana Yarí Yávuze Iti: “Umusi muzoryako, muzoca mupfa.” Rero hariho ubugingo busubirira bwăkuweho mu kibanza c'ubuzima bw'uwizera. Imana kubw'imbabazi, Yarêmeye igisubirira ubugingo bw'umuntu yāndúye.

Igihe umwana waYo yarí yîyanduje n'icaha co kutizera Ijambo, Imana Yo mutunzi w'imbabazi, yacîye ishiraho igisubirira ; ivyo vyăr'uko ikintu kanaka căbwirizwa gupfa mu kibanza ciwe. Nta kindi kintu căshobora gukora.

26 Ni co gituma ya mapome n'amapeshe, n'ibindi vya kayini, ataco vyăkoze. Bwătegerezwa kuba ubuzima bufise amaraso muri bwo, kandi ubwo buzima bwări bwâvuye mu kimazi, hanyuma amaraso ni yo yarí ikimenyetso yuko itegeko ry'Imana ryākuríkijwe.

None, Imana Yasába iki? Ubugingo; kandi amaraso yĕrekana yuko hariho ubugingo bwatanzwe. Kubw'ivyo amaraso cări ikimenyetso c'uko ubugingo bwātānzwe, yuko hari ikintu cāpfūyé; ivy'Imana Isaba; yuko hari ubugingo bwatanzwe kandi ko amaraso yasheshwe. Kandi amaraso yabâye ikimenyetso ko ubugingo bwāgiye. Ubuzima bw'igikoko Imana Yarí Yávuze yuko bubwirizwa gukurwaho, yarí amaraso yabâye ikimenyetso. Murabona?

27 U-u-umusenzi yizera yashúshānywa n'ikimazi ciwe kubw'ikimenyetso.

Sinipfuza kumara umwanya munini kuri iyi mirongo mike, ariko igikorane cose cohera turi kuri umwe muri yo, ariko nshaka guhagarara ngaha akanya kugira nsigure ibi. U-u-uwizera yabwirizwa kuba ashushanijwe n'ikimazi ciwe.

Murabitahura? Nimba ari ikimazi gusa catangiwe ahantu kanaka, yatanze, yategerezwa kuba ushushanijwe muri co. Mu vy'ukuri, yabwirizwa gushira ibiganza vyiwe ku kimazi ciwe mbere na mbere kugira yishushanye na co. Hanyuma naho amaraso yashirwa ahantu aho yahagarara musi y'amaraso.

Amaraso yabwirizwa kuba hejuru yiwe. Kandi ico cări ikimenyetso c'uko yarí yîshushānijwe ubwiwe, nk'uwăgīrwa, kandi yērékanye ko igisubirizi kitagira icaha cāgiye mu kibanza ciwe.

28 Mbega igicapo ciza! Ôo, uwacunguwe! Murabibona, urubanza rwări rwâbâye kandi ivyăsabwa n'urubanza rwera rw'Imana vyări vyâkozwe. Imana yarí yávuze Iti: “ Nsaba ubugingo bwawe .”

Kandi rero u-u-ubugingo bwări bwacumuye. Ni uko igisubiriza kităkoze icaha căgiye mu kibanza cabwo. Yări amaraso y'igikoko ; ntivyări amapome canke amapeshe.

Ivyo vyātegerezwa gutuma uruvyaro rw'inzoka rugaragara neza kuri buri wese, ko yarí amaraso. Kandi ayo maraso, atăshobora kuva mu vyamwa yavûye mu gisubirira kitagira icaha. Kandi n'ubu - n'ubugingo bwări bwavuyemwo… mu kibanza ciwe, kandi amaraso cari ikimenyesto c'uko igikoko capfuye kandi ko amaraso yasesetse.

29 Kandi uwusenga, ashize amaraso hejuru yiwe, yĕrekana ko yīshúshānije mu gucungurwa, kubera ko yabá yîshúshānije ubwiwe ni…ku kimazi, yifatanije ubwiwe n'ikimazi, hanyuma amaraso akaba nk'ikimenyetso. Ese-ese ingene ari vyiza cane! Mbega ikigereranyo! N'ikigereranyo gitunganye ca Kristo, neza neza.

Uwizera muri kino gihe yibereye musi y' Amaraso yasheshwe yishushanya n'Ikimazi. Neza neza bitunganye u-uko bishoboka!

Kandi kuko Kristo ata-atari igikoko… Murabibona, igi… igikoko cărapfûye, ariko vyă… Nibaza ko ikintu kitagira agasembwa gusumba ibindi dufise coba, i- igikoko, u- umwagazi w'intama. Igihe Imana Yashaka kudondora Yesu Kristo, Yamudondoye nk'umwagazi w'intama. Kandi igihe naYo Yashâka kwidondora, Yidondoye nk'inyoni, Inuma. Kandi Inuma ni yo nyoni itunganye kandi itāndúye kurusha izindi nyoni zibáho, u-umwagazi w'intama ni wo utunganye kandi utanduye mu bindi bikoko vyose bibaho.

Murabona rero ko igihe i…

30 Yesu Yabátijwe na Yohani, kandi Bibiliya ivuga Iti: "Hanyuma-hanyuma abona Mpwemu w'Imana amanuka kuri We nk'inuma".

N'uko, iyo iza kuba imfyisi, canke iyo kiba ikindi gikoko, ka- kamere k'inuma ntivyǎri guhuza na kamere y'imfyisi canke ngo bihuze na kamere y'ikindi gikoko ico ari co cose kiretse umwagazi w'intama. Izo kamere zibiri zihuriye hamwe, zǎca zihuza.

31 Mbega kano kanya, murabona kwa gutoranywa kwo kuva kera? Warí umwagazi igihe waza aho. Muratahura? Muratahura? U… Warí umwagazi w 'intama igihe wa-igihe wazánwa. Warí umwagazi w'intama. Wavûtse ari umwagazi w'intama. Wakúze ari umwagazi w'intama. Murabona?

Rero, uwo ni We Mpwemu w 'ukuri Wenyene Ashobora kwakira Ijambo, Ashobora kwakira Kristo. Abasigaye bazogerageza, bǎragerageje kuMuronka, gushira Mpwemu w'Imana ku mfyisi, muratahura, w'ishavu, w'ikibi, uw'ikunda. Ntazohaguma. Mpwemu Yera aca yigira ubwo nyene. Ivyo ntazobikora.

32 Vyǎri kugenda gute iyo iyo numa imanúka hanyuma aho kubá Umwagazi w'Intama, kikaba ikindi gikoko, yarí guca yîgurukira buno nyene ikisubirira inyuma. Murabona? Ariko igihe yasânga ari kamere Ishobora kwinjiramwo, Vyǎciye bicika Umwe. Hanyuma I-I-Inuma yarongoye Umwagazi w'Intama, kandi mitegereze, Yarongoye Umwagazi w'Intama kw'ibagiro.

Umwagazi w'intama warumvira Inuma. Murabona? Aho Yawújāna hose wajáyo ubikunze.

33 Ndibaza, uno munsi, igihe Imana Iturongora mu…mu buzima bwo kuiYiyegurira rwose no kuyikorera, ndibaza nimba impwemu zacu zitagarariza rimwe na rimwe, vyoba vyerekana yuko, ndibaza nimba twoba turi imyagazi y'intama? Murabona?

Umwagazi w'intama urumvira. Umwagazi w'Intama witangako ikimazi. Ntu-ntuburanira ivyawo. Murashobora kuwuryamika ngaho mukanawumwa ubwoya. Ni co kintu conyene ufise. Nta-ntaco wigera ubivugako; utanga ivyo ufise vyose. Uwo niwo mwagazi w'intama. Uhereza vyose… utanga vyose; wo nyene ubwawo n'ico uri cose. Kandi uko niko Umukristo w'ukuri aba ari, iyo bari… bitanga bonyene ubwabo, ntibitaho ivy'iyi si ariko batanga ivyo bafise vyose ku Imana. Murabona.

34 Uwo ni wo Mwagazi w'Intama utunganye, Kristo Yarí. Kandi biciye muri ayo maraso yasesetse y'uwo mwagazi, umwagazi w'intama usanzwe muri Egiputa amaraso yaráshizwehó, kandi amaze gushirwaho, yabaye nk'ikimenyetso! None Amaraso y'Uwo mwagazi w'Intama yokwerekanye iki? Murabona? Ikimenyetso c'uko twǎpfuye kuri twebwe ubwacu hanyuma tukadondoranwa n'Ikimazi cacu. Murabona? Rero Umwagazi ama-ama-amaraso n'uyo muntu bihinduka ibidondoranirijwe hamwe, Ikimazi be n'uwizera.

Murabona, uba udondowe mu buzima bwawe n'Ikimazi cawe. Ivyo bikugira ico uri.

35 Rero amaraso cǎri ikimenyetso canke umwidondoro. Amaraso yadondora yuko umusenzi yaba yakereye umwagazi w'intama, akemera umwagazi w'intama hanyuma akishirako ikimenyetso, ko bitamutera isoni. Ababibona, we ntaco vyǎri bímutwaye. Yashâka ko bose babibona kandi yashírwa ahantu ku buryo abahita bose bǎshobora kubona ico kimenyetso.

Murabona, abantu benshi bashaka kuba Abakristo, ba-ba-bagashaka kubigira mw'ibanga ngo ntihagire n'umwe a-amenya ko ari Abakristo. Nk'abo bagendana, bamwe muri bo biyumvira bati: "Ehe raba, nsha-nsha-nshaka kuba Umukristo ariko sinshaka ko kanaka na kanaka babimenya." Murabona?

Ivyo si ivya Gikristo. Ivya Gikristo bitegerezwa kugaragaza Ikimenyetso cavyo, ku mugaragaro, mu buzima, hagati mu bandi, mu biro, mw'ibarabara, iyo hari ingorane, ico ari co cose, mu rusengero, aho ari ho hose.

Amaraso ni co Kimenyetso, kandi Ikimenyetso kibwirizwa gushirwaho, murabona, canke (atar'ukwo) n'indagano ntibikigira akamaro.

36 Amaraso cǎri ikimenyetso, canke, umwidondoro, udondora yuko uyo muntu yacûnguwe.

Ehe, itegereze neza, bǎri bafise, bǎri bâcunguwe imbere y'uko hagira ikintu na kimwe gishika. Kubw'ukwizera bǎshizeko amaraso. Murabona, imbere y'uko bishika vy'ukuri, amaraso yarí yáshizweko mu kwizera, bǐzera ko vyǎgira bishike. Murabona?

Imbere y'uko uburake bw'Imana buca mu gihugu, amaraso yatégerezwa kubanza gushirwaho ubwa mbere. Uburake bumaze guseseka igihe cǎri cârênze.

Ubu naho, dufise icirwa dushobora vy'ukuri, kumbure, vyotuma mwiyumvira akanya gato. Itegereze imbere yuko bishika, kuko hagiye kuza igihe aho bitazoshoboka ko mushirako Amaraso.

37 Umwagazi w'intama wǐcwa mu gihe c'akagoroba, umaze iminsi cumi n'ine uragiwe. Hanyuma, umwagazi w'intama warîcwa amaraso agashirwaho ku gihe c'akagoroba. Murabitahura?

Ikimenyetso nticĭgeze kibaho imbere y'igihe c'akagoroba.

38 Kandi kino gihe turimwo ni ca gihe c'akagoroba. Iki n'igihe c'akagoroba kw'I- kw'Ishengero. N'igihe c'akagoroba kuri jewe. Iki n'igihe c'akagoroba c'Ubutumwa bwanje. Ndiko ndapfa. Ndiko ndagenda, ndiko ndavaho, mu gihe c'akagoroba c'Ubutumwa Bwiza.

Twăciye mu gutsindanishirizwa, n'ibindi, ariko iki ni igihe aho Ikimenyetso gitegerezwa gushirwaho. Nabábwiye ku w'Iyinga uheze ko mfise ico nshaka kuvugako; ni ibi nyene. Ni igihe aho u-u udashobora gupfa kuBikinisha. Bitegerezwa gukorwa. Nimba koko ari ibizokorwa, bitegerezwa gukorwa ubu nyene. Kubera turashobora kubona ko uburake bugiye guca mu gihugu, kandi ico cose kitari munsi y'Ikimenyetso kizorimbuka. Amaraso; ni yo yabadondoye.

Nimwitegereze.

39 Kuko ubugingo butări búshoboye kugaruka ku muntu…Igihe amaraso yabá yâshēshwe, Ubugingo bwăravamwo koko, kuko ivyo vyări ikintu kimwe. Kandi igihe amaraso y'ubugingo yabá amaze kubivamwo, ubuzima nabwo bukaba bútandukanye n'amaraso…amaraso, ni ikigize ubugingo. Ariko ubugingo ni ikintu gitandukanye n'amaraso, ariko kandi ubugingo buri mu maraso. Ubugingo bw'igikoko ntibwări búshoboye kugaruka ku musenzi. Igihe yasêsa ayo maraso y'umwagazi w'intama, yabwîrizwa gushirako ibiyagize, kuko u-ubuzima bwăba bwâgiye kandi ntíbwăshobora kugaruka.

40 Kuko ntibwăshobora kugaruka ku muntu, kuko ubugingo bw'igikoko butagira umushaha. Igikoko ntikimenya yuko kiri gusa, kandi ki- ki…ntigishobora gutahura icaha. Nta na kimwe kizi. Gurtyo rero ni ikiremwa gifise ubugingo, ariko si ikiremwa gifise umushaha. Kubw'ivyo, ubugingo bw'ico gikoko ntibwăshobora kugaruka ku bugingo bw'umuntu, kuko, muri ubwo bugingo nta mushaha warímwo.

Rero hariho ubugingo, amaraso; ubugingo n'umushaha mu bugingo. Umushaha ni kamere y'ubugingo. Ku bw'ivyo rero nta kamere kanaka cări gifise, cări igikoko. Kubw'ivyo rero, amaraso yakóra nk'ikimenyesto ko ubugingo bwātanzwe.

Ariko muri kino kibanza c'ubwiza, munsi y'iri sezerano, hariho itandukaniro hagati y'Amaraso n'Ubugingo. Ikimenyetso ku wizera uno munsi ni Mpwemu Yera, si amaraso, ibiyagize, ariko ni Mpwemu Yera w'Imana. Ico ni co Kimenyetso Imana Isaba Ishengero uno munsi. Imana itegerezwa kubona ico Kimenyetso. Ibwirizwa kukibona kuri umwe wese muri twebwe.

41 Kubw'ivyo, nk'uko ibitutu vyo ku kagoroba biriko biraseruka, kandi uburake bukaba bwiteguye gusukwa buva Hejuru, ku mahanga y'abatizera batubaha Imana, ku-ku batura ico badafise, kuri ivyo bintu! Nagerageje kwiyugurura, ngo ndabibemwo neza, kugira ndabe aho bishingiye, imbere yuko mvuga bino bintu.

Ubu tubaye mu bitutu, kandi uburake bwiteguriye gukubita; Imana naYo Isaba Ikimenyetso yuko wewe ubwawe wakiriye Ikimenyetso caYo, MpwemuYera. Ni bwo buryo bwonyene, kandi nico kimenyetso conyene Imana izorengana, kuko ni bwa Bugingo bwa Yesu Kristo bwagarutse mu wizera.

Ubugingo bw'igikoko ntibwashobora kugaruka. Kubw'ivyo, amaraso yategerezwa gushirwa ku muryângo, ku gishimaryângo, kandi hejuru y'urwinjiriro rw'umuryângo, kugira ngo uwurengana wese, abantu bose, umuntu wese aciye iruhande y'inzu, amenyé ko hari i- Ikimenyetso c'amaraso kur'uwo muryango, vyerekana ko ubugingo bwāpfiriye kuri uwo muryângo. Amen!

42 Ukwo ni kwo bibwirizwa kumera ku wizera wese uno munsi: kwuzura Mpwemu Yera; Ikimenyetso c'uko Amaraso y'umwagazi w'intama yashêshwe, ko Ubugingo bwări mu Mwagazi w'intama bwāgarútse; kandi ko bwāshizweko ikidodo imbere ku mugaragaro, ku buryo awurengana wese, uwo muvugana wese, uwo mufise ivyo muhurirako wese, abona ko Amaraso yashízweko, kandi ko Ikimenyetso c'Ubugingo bwări muri ayo maraso, kiri kuri wewe. Uba ukingiwe ubwo burake. Ico conyene; si ivy'ubunywanyi. Oya mushingantahe!

Ubugingo bw'igikoko ntibwăshobora kugaruka ku wizera, kuko cări igikoko, ivyo vyăgaragaza gusa ukwicuza, bikerekana ko hōjé Ikimazi gitunganye.

43 Mbega none hobayeho Ikimazi gitunganye gusumba Imana Yo nyene, Ihinduka Ikimazi c'impongano, Yo ubwaYo? Igihe Imana Yahinduka umubiri, muri ya Maraso yaYo arema, uburyo bwonyene Ubugingo bw'Imana bushobora kugaruka. Kuko twese twăvutse biciye ku guhura kw'ibihimba vy'irondoka, kubw'ivyo, ubuzima buri muri twebwe ni ubw'isi, kandi ubwo buzima ntibushobora kugumaho.

Ni ikintu cămaze gucirwa urubanza kandi cămaze gucirirwakw'iteka. Ntushobora gusubira kubusanasana. Nta buryo bwo kubusanasana nta buryo bwo-bwo kubworosha. Nta buryo bwo kubugira bwiza gusumba. Bubwirizwa gupfa! Ni co gisabwa conyene gihari.

Bubwirizwa gupfa. N'uko Igisubirira, Ubugingo bwa Yesu Kristo, bubwirizwa kubazamwo, ni bwo Mpwemu Yera, Ikimenyetso c'Imana; vyerekana ko mwemeye Amaraso y'Umwana wayo, Yesu Kristo.

Kubw'ivyo, mu gihe ca Wesley, nako… Mu gihe ca Luther, bĭbaza bati "kwizera." Mu gihe ca Wesley "ibigize amaraso". Ariko muri iki gihe ca nyuma, aho I-Ikimenyetso gisabwa. Ivyo vyose hamwe bigira ikintu kimwe gikwiye ku bw'Izamurwa. Muratahura ivyo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen". -Umus]

44 Amazi, amaraso n'impwemu bīza umuvyeyi ariko aribaruka umwana. Ikintu ca mbere gitangurira ukuvuka gusanzwe, n'amazi; ica kabiri n'amaraso; hanyuma igikurikira n'ubugingo.

Mu mubiri w'Umwami wacu Yesu Kristo havamwo: amazi, Amaraso, n'ubugingo. Kandi Ishengero ryose, Umugeni, hamwe ryacishijwe mu gutsindanishirizwa, kwezwa, n'umubatizo wa Mpwemu Yera, ari co Kimenyetso.

45 Nk'uko mu Baheburayo 11 havuga ngo: "abo, bayerera bambaye insato z'intama n'iz'impene, ataco bafise, n'ibindi vyose, ariko ntibashikanywe ku gutunganywa rwose tutari kumwe."

46 Ishengero muri kino gihe, ryārōnse Ikimenyetso c'umubatizo wa Mpwemu Yera, vyērékana ko Amaraso yashêshwe kandi ko Mpwemu Yera ari kw' Ishengero; tutari kumwe, rero ntiboshobora kuzuka, ariko biteze twebwe. Kubera Imana yabisezeranye Izobikora, kandi hari uwuzoba ahari! Sinzi uwo ari we, ariko hariho umuntu azovyakira. Ikĭnyega kimwe gusa ni ukuvyigisha.

Kurondera urwo rubuto rwatoranijwe imbere y'igihe n'igikorwa c'Imana. Azoba ahari, ukwo biri kwose. Kuko bazoba bahari, umw'umwe muri bo, umwe n'uwundi; Igihe c'amazi, igihe c'Amaraso, ubu naho ni igihe c'Ikimenyetso ca Mpwemu Yera.

47 Kandi mwibuke, Isirayeli yacîye mu bintu vyinshi, ariko ni mu gihe co ku kagoroba aho Ikimenyetso căsabwa; ntihari mu gatondo, ntihări mu kwitegura, ya minsi cumi n'ine yo kuragira umwagazi w'intama.

Isirayeli yarí izí ko hări ikiriko kiraza. Luther nawe yarabizi; Wesley nawe nyene yarabizi; Finney Knox, Calvin nabo nyene bari babizi. Turahashitse!

Bari bazi ko igihe kimwe inkingi y'umuriro yogarutse kw'Ishengero. Bari bazi ko hazobaho igihe aho ivyo bintu vyoshitse. Kimwe gusa ntibabayeho igihe kirekire ngo babibone, ariko barabiraba bakabinezerererwa.

Isirayeli yar'izi ko hariho ikigiye kuza (gushika, kuba), ariko hari mu gihe c'akagoroba aho Amaraso y'Umwagazi w'Intama, Ikimenyetso, cashirwa ku muryango. Yamara, Umwagazi w'Intma wari wamaze gutegurwa.

48 Wari Umwagazi w'Intama igihe cose. Wari Umwagazi w'Intama mu gihe ca Luther, wari Umwagazi w'Intama. Umwagazi w'Intama mu gihe ca Wesley, ariko ubu n'Ikimenyetso, aho inzu yose ibwirizwa kuba itwikiriwe n'Ikimenyetso. Inzu yose y'Imana ibwirizwa gutwikirwa n'Ikimenyetso. Ibiri imbere muri yo vyose bitegerezwa kuba bitwikiriwe n'Ikimenyetso. Kandi inzu y'Imana ni Umubiri wa Yesu Kristo; kandi muri Mpwemu Umwe twese twabatijwe muri ico kimenyetso, hanyuma ducika igice ciWe, ivy'Imana yavuze Iti : "inabona ico kimenyetso gishizwe ahagaragara,nzobarengana. "Mbege n'igihe kihe tubayemwo ubu! ôo!

49 Amaraso yashushanywa, n'uwizera, kuko ubugingobwaba bwavuyemwo kandi ntibwashobora kugaruka; habwirizwa kubaho rero ibi… ibiyagize.Habwirizwa kubaho ibisa n'irangi,amaraso, ibiyagize vyerekana ko ubugingo bwavuyemwo. Ubu naho, wa Mpwemu we nyene niweIkimenyetso. Mpwemu Yera, we nyene, niwe kimenyetso; s'Amaraso. Amarasoyasheshwe i karuvariyo, ivyo ni vyo. Ariko Amaraso uko yari ari yasubiye mu vyoyari yarakuwemwo- mumfungurwa zo yafungura. Ariko, murabona, imbere muri utwoduce dutoduto tw'Amaraso, harimwo Ubugingo, bwatuma utwo duce dutoduto tugizeAmaraso tugendagenda. Iyo vyari kuba … ivyari biyagize, nta bugingo vyaribifise vyo ubwavyo, kubwivyo rero, ntivyashobora kugendagenda. Ariko, igiheubugingo bwinjiye muri ivyo bigize Amaraso, bigira agace gato cane k'umubirivyagize agace k'umubiri wiwe bwite, hanyuma agace ku kandi bihinduka umuntu. Kandiuwo muntu yari Imana Emmanueli mu mubiri. Ariko igihe ubwo bugingo bwagomba…ivyari bibugize vyagenda hariya, ariko Ikimenyetso ni Mpwemu Yera kw'Ishengeroku buryo babona Kristo.

50 Bibwirizwa kuba birtyo, kuko umugore n'umugabo wiwebacika umwe. Kandi, co kimwe, Umugeni na kristo bacika Umwe. Igikorwa c'Umugenin'igikorwa ca Kristo n'Igikorwa kimwe. Muribuka : "Tehofire nakubwiye, mugitabu canje ca mbere, ivyo Yesu yatanguye gukora… kandi abandanya akora!" urupfurwiwe ntirwamuhagaritse. Oya mushingantahe! Yaragarutse! S'Uwagatatu, Ariko wamuntu nyene yagarutse mu buryo bwaMpwemu Yera, Kugira ngo abandanye Igikorwa ciwe; Arabandanya, niko igitabuc'Ivyakozwe n'Intumwa kivuga: "Yesu Kristo, uko yar'ari ejo n'uno munsi nikoari kandi niko azokwama ibihe bidashira." Ni co kimenyetso kivyerekana.

51 Igihe Petero na Yohana baca kw'iremboryitwa Ryiza (hari haryamye umuntu yariyaramugaye, yacumbagira kuva akiva munda ya nyina) hanyuma avuga ati: "Nta fezamfise, nta n'izahabu; mugabo ico mfise ndakiguha: Mw'Izina rya YESU KRISTO umunyanazareti,haguruka utambuke" Bavuganye na bo, bamenya ko batazi vyishi kandi ko ari babantu batize, ariko babamenyeshwa n'uko bahoranye na Yesu. Murabona,Ikimenyetso cari ngaho, cashizwe ku mugaragaro. Murabona? "Ico mfise!" Mubonyemwene

data mukene yaguye (yasubiye inyuma) aryamye ngaho, w'ikimuga, kandiyabaye nabi mu maso n'ibindi. Bwa bugingo nyene bwari muri KRISTO bwari muri bo."Ico mfise!" "Mw'Izina ryaNje, muzosenda abadayimoni." Atari: "NiJeWe Nzobikora", ariko: "mwebwe muzobikora"! "Nimwabwira uwo musozi …"atari: "Ninabwira …" ariko"ni mwabwira uwo musozi…!" Ôo ! Mwene data, igihe c'ugushira ku mugaragaro Ikimenyetso kiregereje!Turashobora kukibona, turazi ko ubu turi hafi kw'iherezo. Twaravuze ubutumwabw'uburyo bwose kugira twerekaneibimenyetso n'utwumiza, ubu naho tugarutse kuvyo ishengero ritegerezwa gukora. Ikimenyetsogitegerezwa gushirwa ku mugaragaro. "Ninabona amaraso, nzobarengana." "Ntakindi na kimwe kizokora. Bibwirizwa kuba Amaraso. Ubu naho, MpwemuYera niweKimenyetso cacu, kivuye ku Mana.

52 Umuntu ahambaye w 'umuteolojiya,mwene data yize cane w'Umubatiste, umuntu ameze neza, w'ingeso nziza, yajeiwanje igihe kimwe, hanyuma ambwira ati: "Mwene data Branham, muvuga ivya MpwemuYera. Avuga ati: kubera iki? Nta gishasha kirimwo. Ati: "Twigishije ivyo kuvakera, mubihe vyose" hanyuma nda- ndavuga, nivyiza nzo… Avuga ati: "twarakiriyeMpwemu Yera." Mvuga nti: "mwamwakiriye ryari?" Ambwira ati: "igihe nizera" kuko nari nziko yize ivya tewolojiya y'ababatiste, ngo: " Naciye mvuga nti: "hanyuma Pahulo yavuze,mu vyakozwe n'Intumwa 19, abwira ababatista bari kurushi…akagwi, umugwiw'ababatista, muri bo harimwo umuvugabutumwa w'umubatiste yari yizeye kubw'ubutumwabwa Yohana yariko yerekana na Bibiliya, ko Yesu Yari we Kristo."

53 "Amaze kurengana intara za ruguru yaEfeso, yasanzeho intumwa zimwe hanyuma azibwira ati: Mwararonse Mpwemu yerakuva mwizeye? Baramwishura bati: ntitwigeze twumva ko hariho Mpwemu Yera" hanyumaabababaza ingene babatijwe. Ntibari barabatijwe mw'Izina rya Yesu KristO,Umwagazi w'Intama watanzweko Ikimazi. Ntibari bwashushanywe na We na gato. Baribavyizeye gusa kurya umuti wari kuba uri aho, mugabo batari bwawufate. Pahuloyabategetse kubatizwa bushasha, mw'Izina rya Yesu Kristo. Kandi, igihe yabikora, niho Ikimenyetsocaje kuri bo. Baciye bagaragazwa n'ibikorwa n'ibimenyetso vya Mpwemu Yera,avugira muri bo mu ndimi nshasha, bavugishwa, kandi bahimbaza Imana. Baribashushanijwe n'Ikimazi cabo.

54 Mpwemu Yera nico kimenyetso cacukituranga. Ni We atugaragaza nk'abakirisu- s'ugufatanya kwacu mu mashengero, s'ugutahurakwacu Bibiliya, s'ivyo tuba tuzi kuri Bibiliya. Ariko n'ivyo uba uzi kumwanditsi, muratahura, ingene umwanditsi aba muri mwebwe. Ni… n'ukuba jewe kubakutakiriho; nti muba mukibaho… Mwifata nk'abapfuye, hanyuma Ikimenyetso akabaarico kiba muri mwebwe. Kandi s'ubugingo bwawe, Ni We. Paul yavuze ati: "ubugingo mbayeho ubu…"yabayeho ubuzima butandukanye n'ubwa kera. "Sije nkibaho, ariko ni KRISTO abahomuri jewe." Ni… ugushushanywa n'Ikimazi Cacu. Ubugingo bw'umukiza wacu muritwebwe, Mpwemu Yera. Ôo! Ese i… Ese Ikimenyetso c'ingirakamaro. Nta kindi kimenyetsogishobora kubaho. Oh! La la! Iyaba mwashobora gusa kugira ico mubitahurako!Iyaba nari mfise ubu… ububasha muri kano gatondo, n'amajambo, yo kubasiguriran'ugushira m'umishaha yanyu uri imbe…atari mu matwi yanyu ariko mu mishaha yanyu…Iyaba mwashobora kubibonamwo ubushizi bw'amanga! Ivyo biguтuma umererwa neza cane.

55 Mbega vyogenze gute hamwe wobaye wakozeikosa kandi ukaba wategerezwa kujanwa imbere ya sentare y'Igihugu kandi ukabauzi ko ni basanga wagiriwe n'icaha uca uja kwicwa, ko watwagwa ku ntebey'umuyagankuba canke mu cumba kirimwo umwuka wica canke ubundi buryo ubwo aribwo bwose bokwicamwo, hari n'aho bokumanika canke ibindi, canke ukicwabataguciriye urubanza canke ikindi gihano cose. Kandi ukuba uzi ko wa… wagiriwen'icaha. Uzi ko wagiriwe n'icaha. Uzi ko wagiriwe n'icaha kandi ko utegerezwagupfa n'utaronka uwukuburanira ngo aguserukire, uwoshobora kugukura izongorane. Kandi worondeye uwukuburanira wa mbere abizi woshoboye kuronka. Hanyuma mumaze kuronka uwubaburanira abizineza kandi w'umuhinga, muzoca mwumva ko ivyanyu bibaye ikintu gitoyi… mwocamwiruhutsa gatoyi kuko muronse uwubaburanira. Ariko gushika ngaho ikibazon'ukumenya nimba uwubaburanira ashobora guhindura iciyumviro c'umucamanza cankec'abanyekombe kubw'amajambo y'ugutahura yiwe canke kumenya amategeko yoshoboraguhindura ivyo, kubavugira kandi akerekana neza ko… ko mutegerezwa kubaho.Ariko ubushobozi bwose yoba afise muri ivyo bintu, N'amajambo yiwe ahambayeyovuga n'uko yoboneka imbere y'abanyekombe canke imbere y'umucamanza nti… nti…ntimwo… Hari naho mwokwiruhutsa akanya gatoyi ariko hoguma ikibazo mu mutwewawe ati: "Mbega arabishobora?"

56 Ariko kuri twebwe, Umucamanza We nyene ubwiweyahindutse uwutuburanira. Imana yahindutse umuntu. Nta numwe yari gushoborakutuburanira! Ntawe twari kuronka. Mose n'ivyagezwe, abavugishwa, nta na kimwecari gushobora kubikora. Umucamanza ubwiwe niwe yaciye ahinduka icarimweikombi, uwutuburanira hamwe n'umucamanza, yafashe ubutungane bw'ivyagezwe vyiwemu maboko yiwe bwite, hanyuma ariha igiciro cavyo we nyene ubwiwe. Mbega nonemwumva twoba mu mutekano ungana gute? Hanyuma arungitse kuri twebwe ubugingobwiwe bwite nk'icabona y'uko yavyemeye. Mbega umutekano! "Iyo ngenda mu mwonga w'igitutu c'urupfusinzogira ikibi ntinya kuko uri kumwe nanje."

57 Amaze guhinduka icarimwe umucamanza,ikombi n'u… n'uwutuburanira, yaratuburaniye. Twasanzwe dutsinzwe n'urubanzan'ivyagezwe Vyiwe hanyuma araza aja mu kibanza c'umuntu yatsinzwe n'urubanza mungoro. Yafashe icaha ciwe. Yishizeko icaha hanyuma arapfa ariha igiciro AsesaAmaraso yiwe hanyuma Aturungikira ca kimenyetso ciwe Ubugingo bwiwe bwonyene. Ubu rero turi abatagiharurwako…

urubanzarwaheze; nta caha kiriho ku wizera. Oh! Imana itugirire imbabazi, nimba abantubadashobora kubona ivyo, ko ata rubanza rukiriho. "Uwumva amajambo yanjehanyuma akizera uwantumye afise ubugingo budashira kandi ntazoca mu rubanza,ariko aba yavuye mu rupfu agiye mu bugingo." Ngurwo urubanza. Urubanza rwaheze.Ntagukurikiranwa. Amina! Mu mutekano rero, n'umutekano Ikimenyetso cashizweho,igihe urupfu rutanguye gukubita ku muryango hanze, nta bushobozi ruba rugifise.Murabona? Ego.

58 Ikimenyetso cashizweko. Ikimenyetso conyene nico cemerwa ubu. Murabona? Yakoze ivyo, kugira ngo Ikimenyetso gishoborekuza. Ikimenyetso Bwari Ubugingo bw'Imana. Imana rero, umuntu wa mbere, yiremeyeumwana. Uwo mwana yarononekaye cane gushika naho yumvira umugore wiwe ahokwumvira Imana, kandi umugore nawe yumviye umurwanizi aho kwumvira umugabowiwe. Bakoze ivyo, bononekaye cane bose hanyuma bizana umwanda. Kandi we yariazi ko ni bamara gukora ivyo bazotegerezwa kuvyara abana. Ntibategerezwa gukorakuri ca camwa cari hagati mw'itongo hanyuma babikoze bazanye icaha kuri bo.Nico gituma ubwoko bw'abantu bwose bwavutse, bwari mucaha. Nta buryo bwo kubivamwo.

59 Hanyuma rero, Imana yaramanutse. Hariuburyo bumwe gusa bwo kumugarukana, n'ubwo kwitegekaniriza uwundi mwana kandi.Mbega yobikoze gute ko Ivyagezwe vyiwe vyari ngaho bivuga biti: "Aciriwekoiteka"? Data We nyene ubwiwe yahindutse umwe muri twebwe. Niwe mwagazi w'Intamaw'ukuri. Niyo ntumbero yiwe yari afise mu ciyumviro. Nico gituma umwagazi w'Intama wari ushushanijwecane mw'Itongo rya Edeni; bizwi ko Umwagazi w'Intama n'Inuma vyohuye umusi uriizina aho umwagazi w'Intama n'Inuma vyobaye hamwe. Nico gihe nyene, yari azi kobiciye muri ivyo, twobaye twese hamwe. Kandi yari yipfuza kuzogira ikimazink'ico kugirango Ikimenyetso kize gishirweko; ko tutakiri abatagirauburenganzira ku gihugu, ko tutakiri ba kavantara, ariko ko turi abahungun'abakobwa b'Imana. Adamu na Eva, umugore n'umugabo, hamwe, n'abahungun'abakobwa b'Imana, muri, YESU KRISTO kubw'ikimazi ciwe gihambaye.

60 Hanyuma, kugira ngo ntihabeho ukwihendagushoboka… urubuto rw'ubwo bugingo, rubwirizwa guterwa mw'ivu, uwo mubiri, ari…ari urubuto rubora… hanyuma ubugingo, iyo ari ubugingo bwononekaye muri iyombuto, bupfana na yo. Ariko Ashira Ubugingo budashira, muri yo hanyumabugashushanywa n'ubwiwe bwite, kugira ngo mw'izuka, abazure ntibatakare.Murabona ivyo nshaka kuvuga? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." -Umw.] Ng'ivyo rero. Ubu ntibishobora gupfa. Ubugingoburayifutse, -n'Ikimenyetso, -gipfutse uwo mubiri mutoyi, gipfutse umushahaw'uwo muntu.

61 Hariho Ikimenyetso, Mpwemu Yera, yerekanako aruw'Imana. N'uwiwe. "Ninabona Ikimenyetso, nzobarengana."Ikimenyetso ciza!Mpwemu Yera ni we kimenyetso cacu. Kubw'ivyo, igihe uronse Mpwemu Yera, ubauvuye mu rupfu ugiye mu bugingo. Ivyo n'ivyoroshe cane; kuko ubugingo buba burimuri wewe. Ntimuba mugishoboye gupfa. Bibiliya Ivuga: "uwavyawe n'Imana ntashobora gukoraicaha, kuko ntashobora gucumura, kuko Imbuto y'Imana (Amina), Imbuto y'ImanaIba muri we." Mbega yocumura gute, kandi Imana Itagira icaha Iri muri we? Arimu mana Itagira icaha, yokora icaha gute? Ivyo yoba yari yarakoze vyose ntacobivuze, Amaraso aramupfutse. Ubu n'icaremwe gisha. Ivyo yipfuza n'ivyoahahamiye biva mw'Ijuru, kuko yahindutse, avuye mu rwamfu agahinduka uruteterw'ingano. Ivyipfuzo vyiwe ntibikiri nk'ivyakera; kandi arabigaragaza! Wovuga uti: "Ôo!Ndizera ivyo." Hanyuma mukabandanya mukora ivyaha? Oya, Oya. Warahenzwe!Murabona? Ntakindi yoshira ku mugaragaro atari Ikimenyetso!

62 Isirayeli yategetswe kuguma munsi y'ayo marasogushika hatanzwe itegeko ryo kugenda. "Ntimuve munsi yayo!" Igihe baba barimunsi y'Ico kimenyetso, bariko Ikimenyetso aho imbere. "Ntimukivemwo!" Bagumyengaho gushika ijoro rigabuye hagati, hanyuma inzamba zikavuga. Inzamba zimazekuvuga, amahembe y'intama ashaje agatangura gusamirana, umwe wese yasohokanyeibintu vyiwe, bafata inzira bagana Igihugu c'Isezerano. Ni nk'uko umugabo canke umugore yuzuyeMpwemu Yera. Aba ashizweko Ikimenyetso, hanyuma akarindwa ikibi cosen'impanuka. Ubugingo bwiwe bwose bugaragaza ico ari co -aho ahonyoza ikirengehose, urudandazwa rwose, uwo bavugana wese. Iyo ahuye n'abagore, iyo ahuyen'abo bakorana, ico ari co cose bahuye: Ico kimenyetso cama kiri aho. Amina!Ashitse ku rupfu: "Sinzogira ikibi ntinya, kuko Uri kumwe nanje"; Icokimenyetso kiba kiri ngaho. Hageze kuzuka kizoba ari ho kiri, kuko ImanaIzomuzura ku munsi wa nyuma! Yesu yarabivuze! "Ninabona Amaraso, Ikimenyetso,nzobarengana." Ôo!

63 Mwibuke: iyo Ikimenyetso kidashizwe kumugaragaro, n'isezerano ryaba rikuweho. Ivyo ni vyo. Isezerano ryaba rikuweho.Nta… nta sezerano ryaba ririho, igihe cose Ico kimenyetso kitaba kiriho.Ikimenyetso cerekana Isezerano. Imana yagiranye Isezerano nabo, egomushingantahe, ariko Ikimenyetso categerezwa kubaho… nti ryari gukora,isezerano ntaryabaho, kiretse Ikimenyetso ariho kiri. Hari naho abayahudi bari gushobora kuvuga bati:"Ingo hano! Nta maraso nashize ku muryango iwanje, ariko ngomba ndakwerekeikintu kimwe. Ndi umuyahudi yakebwe." Narakebwe. Ntivyasigura ivyo. [Mwene DataBranham aca aturitsa urutoki.]. Ninabona Amaraso! Ninabona Ikimenyetso!" Woshobora kuvuga uti: "nd'umubatista,umuprespiteriyano, umumetodiste (canke ico nshaka kuba cose)…"

Ariko:"Ninabona Ikimenyetso!" Uvuga uti: "Ndi uwizera. Mama Wanje yariumwe wo muri iri shengero; Data yari uwo muri iri shengero; Nabaye uwo muri ryokuva ndi umwana muto." Ivyo sivyo bifise akamaro.

[Mwene Data Branhamaraturitsa urutoki] ………………………………………...

“Nd'uwo mw'Ihema ya Branham. Nkora ibi na birya, canke n'ibindi. NizeraIjambo ryose.”

64 N'abayahudi bari kuvuga bati: “NdizeraYehova.” Yari kuba yarumvirije ubutumwa bw'igiheiyaba yaramwizera. Vy'ukuri. Hari harabayeho ubutumwa bwinshi, ariko ubwo bwariubutumwa bw'igihe. Muratahura? Ndizera ubutumwa bw'igihe. Egome Amarasoyashizweho mu gihe co kukagoroba.

Harahobavuze bati: “Ndi… nd'umuyahudi.” Uno munsi abantu bavuga ngo: “Nd'umukristo. Noshobora kukwerekaigihe kinini nd'uwo mw'Ishengero. Nshaka umbwire aho nigeze niba ikintu nakimwe canke aho nigeze nja imbere ya sentare. Nyereka aho nigeze nsambana.Sinigeze nkora ivyo bintu (canke ikintu nk'ico). Nyereka ahantu na hamwe!” Ivyontaco bivuze ubu. Oya, Oya. Murabona? Ukw'isezerano ryaba rimeze kwose,isezerano ntaco rikora. Ntaco rikora.

Muvugamuti: “Ariko, jewe, niga Bibiliya!”

65 Ic'uri jewe ntaco bintwaye. Ataryasezerano, uburake bw'Imana buri kuri wewe. Murabona! Ni vyo. Bwarabahambije.Egome. “Ivyaha vyanyu bizobashira ku mugaragaro.” Icaha n'iki? Ukutizera.Ntimwizeye ubutumwa. Ntimwizeye Ijambo. Ntimwizeye icabona c'Ikimenyetso weubwiwe, igihe yigaragaza we ubwiwe hagati muri twe. Kandi ivyo ntimwavyizeye? Ukomutavyizeye kwose, bizobwirizwa gushirwako. Mwovuga muti: “Ndavyizera. Ndavyizera.Ndizera yuko ari ukuri. Ndavyakiriye nk'uko ar'ukuri.”Ivyo vyose, ni vyiza,ariko naho nyene gitegerezwa gushirwako.

66 Kubera iki, uwo muyahudi yohagarara ngaho,akoroga amaraso, igihe umwagazi w'Intama wariko urava amarso, avuga ngo: “Ibini Yehova.” Hanyuma aho hahagaze umuherezi? Avuga ngo:“Ego mushingantahe! Ndizera ko ari vyo.” Ariko ku nzu yiwe; atashizweko.Adashaka kwishushanya ku mugaragaro n'uwo murwi, oya mushingantahe, abo bapfaivyo bakurikiye n'amaraso ku muryango. Ntashaka ukwo kwigaragaza. Uko yoba ari umuherezi kwose, uko yoba aziIjambo kwose, uko yoba yararezwe neza kwose, ibikorwa yoba yarakoze vyose, ivyoyoba yarahaye aboro, ibimazi yoba yaratanze… Paulo yavuze ati: “Naho notanga umubiriwanje ngo uturirwe nk'ikimazi, ngatanga ivyo ntunze vyose ngo bigaburirweaboro, naho nogira ukwizera guterura imisozi n'ibindi, naho novuga indimiz'abantu n'iz'abamarayika, n'ibindi bintu”; hanyuma ati: “Ntaco noba ndi,gushika ikimenyetso kimaze gushirwako”. Gushitsa iki kimenyetso… Ivyo nivyo nzakuvugako kuri uno mugoroba: Urukundo. Murabona? “Gushika ivyo bimazegushirwako, ntaco ndi co. Murabona?

67 Ntaco bimbwiye: woba warasenzeabadayimoni; woba warakijije abarwaye kubw'amasengesho yawe y'ukwizera; wobawarakoze ivyo vyose. Ariko ca kimenyetso kitariho, uba uri munsi y'uburakebw'Imana. Mushobora kuba abizera. Mushobora guhagarara imbere mukavuga ubutumwabwiza. “Benshi bazoza kuri jewe kuri uwo munsi, bavuga ngo: Mwami, Mwami,sinavugishijwe mw'Izina ryawe? Sinasenze abadayimoni mw'Izina ryawe? ” Ivyobiraba bose hamwe. Abametodiste, ababatisita n'abapentekoti. YESU yishuye ati:“Mviraho, mwabakora ibizira mwe. Sinigeze mbamenya.” “Ariko ninabona Ikimenyetso, nzobarengana.” Iconico Imana Isaba muri iki gihe. Ubutumwa bw'igihe bwo kukagoroba, ni gushirakoIkimenyetso.

68 Satani yasutse uburyo bwose bwo kwigana:guhana amaboko, ibimenyetso n'ibindi nk'ivyo. Ivyo ni muvyibagire! Igihe cagezec'uko Ikimenyetso co nyene ubwaco; atari ukwigana kanaka, atari ukwigirakwizera, icosubirira, nta na kimwe. Iki n'igihe aho Ikimenyetso cigaragaza conyene ubwaco hagati muri twe, cerekana ko ari wa wundi nyene YESU, uko yari ariejo, ariko ari n'uno munsi kandi ariko azokwama ibihe bidashira; Kandi ko ahujen'Ijambo. Kibwirizwa gushirwaho. Mwokwiyumvira gute umuntu avuga ngo arafiseIkimenyetso, hanyuma agahakana iri Jambo? Ntimwoshobora kugira ivyo.Ikimenyetsogitegerezwa kubaho! “Ni… amaraso azobabera Ikimenyetso.” Ubu naho, Mpwemu yera,Bwa bugingo bwari mumaraso, Niyo kimenyetso. Turahashika mu kanya, Murabona.Mpwemu Yera n'Ikimenyetso. Urubanza rwaheze. Egome mushingantahe. Ubu naho,mwibuke. Kandi ndi…

69 Ntaco bivuze ico uri, ingene umeze neza,incuro mwasimbasimvye, ingene amashengero mwafatanije angana, ingene ivyizawakoze bingana; ivyo ntaco vyokumarira, hamwe Ikimenyetso coba kitashizweko.Iki n'igihe co kukagoroba. Ivyo vyarakora neza mu gihe ca Luteri. Vyarakozeneza mu gihe ca Wesileyi. Ariko ubu ntibigikora! Oya. Egome kuragira umwagazi, vyari vyiza. Kubapfuye imbere yuko Umwagazi w'Intama ushirwaho, amaraso, vyari bitandukanye.Ego mushingantahe! Bagiye ata mutima ubagiriza. Bazocirwa urubanza nimba bari…bari… Nimba bari baratoranijwe, ivyovyarabaraba. Atar'uko, s'uko. Nivyo. Yo n'Imana. “I… Itsindanishiriza uwoIshatse, Ikagirira imbabazi uwo Ishatse, kandi Igacirako iteka uwo Ishatse.” NiImana! N'uko. “Igirira imbabazi uwo Izozigirira, kandi Icirako iteka uwoIshaka gucirako iteka”.

70 Umuyahudi yari gushobara kwerekana neza,kw'ari uwizera, kubw'ugukebwa. Hari abantu benshi bahagarara ku kintukanaka, bashobora gufata Bibiliya hanyuma bakavuga bati: “Nd'uwizera, kandiYESU yavuze ati: kubw'ukwizera twarakijijwe. Kandi nd'uwizera. Ariko uwo MpwemuYera, n'ubupfu.” Rero, Ikimenyetso ntikiba cashizweho. Ukwizera kwiwe uko kwobakungana kose, biba bikuweho. Ni nk'ugukebwa kw'abayahudi. Yavuze ati: “Nd'umuyahudi, kubera iki noja hariya gukora nk'urya mugwi wundi w'abanyakaguma?”

71 Mose yazunguruka aduga amanukamw'ibarabara, avuga ati: "Ubutumwa bwo ku kagoroba buri hano! Bizoshika koiminsi cumi n'ine iheze, muzokoraniriza ikoraniro hamwe, hanyuma mucika umwagaziw'Intama. Ikoraniro ryose rya Isirayeli rizowica, bashize amaboko yabo kuri wo,bishushanya na wo. Hanyuma amaraso azoshirwa ku gishimaryango no hejuruy'umuryango; hanyuma, Ninabona amaraso, nzobarengana, kuko n'Ikimenyetso c'ukomwemeye urupfu rw'umwagazi w'Intama nabategekanirije" Amaraso cari Ikimenyetso.

72 Ubu Mpwemu nico Ikimenyetso. "Muminsimikeya muzokuzuzwa Mpwemu Yera." Kandi igihe Amaraso yaseswa, Ikimenyetsocarungitswe ku munsi wa Pentekote, nk'igihuhusi c'umuyaga w'inkomezi. Ijambo ry'urufatiro ku ntumwa yose, ryari:"Mwararonse Mpwemu Yera kuva mwizeye? Ni mwihane, umwe wese muri mwebwe,hanyuma mubatizwe mw'Izina rya YESU KRISTO, kugira ngo mubone guharirwa ivyahavyanyu; kandi muzoronka Ingabire ariyo Mpwemu Yera, kuko ari Ikimenyetso (Amina!)ko mwavuye mu rupfu mukaja mu bugingo." Ng'ivyo. Igihe iryo shengerory'abayahudi ryazimangana buhorobuhoro, abanyamahanga baciye barisubirira,n'ukononekara nk'uko. Ubu naho, abasigaye bo mu banyamahanga barasohotsekubw'Izina ryiwe: Umugeni.

73 Muratahura ico nshatse kuvuga? Murabonaico Ivyanditswe bivuga aha? Iyo Ikimenyetso kitaba gishizwe ku mugaragaro,Isezerano ntaco ryaba rimaze. Murabonaa? Niko bibwirizwa kuba. Kuko iyo uvuze kowizera, hanyuma ntukurikize ivyo Ijambo rikwigisha, aho ntuba wizeye. Murabona?Naho mwoba mwarakebwe, naho mwoba mwarifatanije canke mukaba mwarakijijwe,Mwarakoze ivyo vyose; ariko, naho nyene, si co kimenyetso, Mpwemu Yera.

74 Ya ncabwenge, nababwira mu mwanya waheze,yabandanije ambwira ati: "Billy, Aburahamu yizeye Imana abiharurwakonk'ukugororoka. None hari ikindi umuntu yokora gusumba atari ukwizera ivyo?" Namubwiye nti: "Ivyo ni vyo,mushingantahe. Yarizeye Imana. Bibiliya niko ivuga. Uvuze ukuri. Gushika aho,ni vyo." Igihe cose ba… ba…babatasi cumi na babiri,barungikwa ngo baje gutata Igihugu c'ikanani, igihe cose batera imbere bajaikanani, bagenda banesha. Ariko igihe bashika ku rubibe, niho baciye babanka." Namubwiye nti: "Mwebwe, ababatista, murimukuri, gushika aho mwageze, ariko: none mwararonse Mpwemu Yera kuva mwizeye?"Namubwiye nti: "Wibuke ko, Imana yemeye ukwizera kwa Aburahamu. Ya… yarizeyeImana, hanyuma abiharurwako nk'ukugororoka, ivyo ni vyo. Ariko kandi, Imanayamuhaye Ikimenyetso c'ugukebwa, nk'Ikimenyetso - Ikimenyetso kuri we. Atariuko uwo mubiri wakebwe woba ufise ico usangiye n'umushaha wiwe, ariko cariIkimenyetso… c'uko yari Imana yemeye ukwizera kwiwe. Kandi yaduhaye Ikimenyetso ca Mpwemu Yera,ko yatwemeye nk'abizera. kuko, "Ni mwihane hanyuma mubatizwe umwe umwe wesemw'Izina rya YESU KRISTO kugira ngo muharirwe ivyaha kandi muzoronka Ingabireari yo Mpwemu Yera.Kuko Isezerano ari iryanyu."

75 Ubu, murabitahuye? Abayahudi… uko barikwerekana kose ko bakebwe, ariko Ikimenyetso cabwirizwa kwerekanwa. Atar'uko,isezerano ntaco ryaba rikimaze. Oya. Nico kimwe uno munsi; Ni vya bintu nyene.Ivyo wokora vyose, ingene mwoshobora… mwoshobora gusigura Bibiliya. Mwoshoborakuba mwiga Bibiliya. Oh bagenzi! Mwoshobora… Mwoshobora kuvuga ngo: "Nd'uwizera."n'ibindi. Ariko gushika ngaho Ikimenyetso kiracasabwa. Uwiga Bibiliya… mwovuga:"Nari umuntu ameze neza Mwene Data Branham." "Ntaco bitwaye ivyo umuntu yoshoborakuvuga, ngo nta muntu amusumvya kumera neza. Sinigeze ndamubona akora ikintunakimwe kibi, mu buzima bwanje". Ivyo nta nico bivuze ku mana [Mwene DataBranham aciye aturitsa intoke]! Hari ikintu kimwe gisabwa kandi nico conyene! Ntimwoshobora kubikora… ntimwoshoboragushira Amaraso ku bishimaryango, Ikimenyetso. Nticashobora kubaho, -kiretse Umwagaziw'Intama umaze gupfa. Kandi amaraso cari Ikimenyetso ciza ko umwagazi w'Intamawapfuye. s'ukwigira - ukwizera; Umwagazi w'Intama wari wapfuye!

76 Kandi Mpwemu Yera n'Ikimenyetso ciza c'ukoumwagazi w'Intama wapfuye kandi ko mwakiriye Ikimenyetso kuri mwebwe, kuko bwabugingo bwiwe nyene buri muri mwebwe. Murabona? S'ukwigira - kwizera.S'utugenegene. S'ukwigana. Nivyo! Murabizi. Murabizi! Isi irabizi. Ikimenyetsokiri ngaho. Uko umuntu yari ameze neza gute. Naho yobayari uwiga Bibiliya. Naho vyoba… Naho yoba uw'Ishengero bimeze gute. Vyoshobokako yoba umuntu ameze neza. Vyoshoboka ko yoba ari uwurongoye idini. Vyoshobokako ari… ari inzego z'Iroma. Si… Sinzi ico ari co, ntaco… ntaco bihindura.

77 Ariko, Isirayeli… wiga ivya Bibiliya wese araziko Isirayeli ari Ikimenyetso c'Ishengero, kuno nyene, mu rugendo rugana igihuguc'Isezerano. Niyo yagomba (yerekeza). Ariko igihe c'akagoroba gishitse, hagezeko bafata urugendo, hariho ikintu casabwa n'ukwihaniza bashimitse. Naho yarikuba umuyahudi ameze gute uko yoba yaritwararitse ibiterwa kose, uko yobayaritwararitse ababanyi kwose, ivyo yoba yarakoze vyose, uko yoba yarabayeumunywanyi w'ishengero w'akarorero, naho yoba yararishe ibigiracumi binganagute. Ivyo bintu vyose vyari vyiza. Vyari bitunganye. Yari umuntu ameze neza,azwi neza mu biwe nk'umuntu ameze neza. Ariko, ata kimenyetso c'amaraso, yarikurimburwa.

78 Ôo! Imana imfashe kugira ndabitahure neza, icarimwe abari hano ubun'abavyumviriza kw'ibănde! Naho woba waravuze ubutumwa Bwiza, nahowoba warasenze abadayimoni, naho woba waravuze mu ndimi, mwaravugije urwamo,mwaratamvye muri Mpwemu; Ariko ata kimenyetso…

Muravugamuti: "Ivyo nobishobora?" Paulo yavuze ko wari kubishobora. "Nahonovuga indimi zabantu n'iz 'abamarayika, naho notanga ivyo ntunze kugirabigaburire aboro, umubiri wanje ugaturirwa nk'ikimazi, nkagira ukwizera kwimuraimisozi, n'ibindi, kugeza n'ubu, ntaco ndi." Ntiwishimikize kur'ivyo. NiIkimenyetso gikenewe! Uko woba wakoze vyinshi kose, uko woba umeze neza kose;Igihe uburake bw'Imana buzoseseka, buzomenya Ikimenyetso conyene.

79 Ni Ikimenyetso c'uko ikiguzi casabwacarishwe. Kandi ico kiguzi carishwe, Bwari ubugingo bwa YESU KRISTO; Kandiyatanze Ubugingo bwiwe. Hanyuma Mpwemu wiwe aza kuri twe; nk'Ikimenyetso kuriwewe, umurango n'ijoro, atari ku wa mungu gusa. N'iminsi yose; mufiseIkimenyetso. "Ni… Amaraso azobabera Ikimenyetso." Muravuga muti: "Ego, ariko, ndizera.Nd'uwizera." Ivyo ni vyo. Ariko iyo wanse Ikimenyetso, none woba uwizera gute? Ivyontibigushingira intahe. Murabona? Ntibihuje n'intahe yawe ushinga, ………………………….. Wiga Bibiliya, uba umubaye umuntu amezeneza, uba umunywanyi w'Ishengero, ic'uba cose, Hari naho so wawe yoba ariumuvugabutumwa. Hari naho nyoko wa… nyoko wawe yari umweranda. Ivyo… Ivyo, nivyiza; bazokwibarizwa ivy'abo. Nkuko navuze, ngerageza…

80 Abantu bagerageza gufata Imana nk'umutamaashaje avyibushe w'igifyine, Murabona, n'umurwi w'abuzukuru (ba Rickys na baElivis), Kandi umuntu ata kibi akora. Atari Imana! Ntigira abuzuru; Ni Data! Ubwirizwa kuvukaubwakabiri ! S'uwutekereza, abafyinisha. Ni Imana Ica urubanza. Ntimuhonyange kuri ivyo, hanyuma ngomwitege ukugira neza kw'Imana kubakura mu vyaha vyanyu, hanyuma ngo kubajanemw'Ijuru. Iyaba yagize ivyo, yari kubabarira abo bose, kandi yari guharira Eva.Muzokwizera Ijambo ryiwe. Ikimenyetso kizoba kuri mwebwe. Egome.

81 Urupfu rwari rwiteguriye gutikiza muri Egiputa umwanya uwo ari wowose. Cari igihe giteye ubwoba. Ibirori vyabo vyose, iminsi mikuru yabo yose,iminsi yabo yo kwisonzesha yose… Imana yari yabagendereye. Imana yari yerekanye ibimenyetso vyayobihambaye n'utwumiza hagati muri bo. N'ibiki ? Ubu reka duhagarare akanyagatoyi. Imana yari yaberetse ubuntu bwayo. Yari yabahaye akaryo! 174 Ntibari kuvyankahanyuma ngo bavuge ngo : "Ah! Ivyo ntaco bivuze. N'ivy'ubupfu! Ivyon'ibintu vyabaye gusa harya hejuru mu bisuma ; habaye ibirunga vy'ubwo…vy'urwondo rutukura rwadutse, hanyuma bituma ikiyaga gitukura." Hanyuma hajeurubura. Hanyuma haje ibikere. Imana yari yarateguye ikibanza, hanyuma IshiraIjambo Ryayo mu kanwa k'umuvugishwa ; Kandi ivyo avuze, vyarashika.Barabibonye. Ntibashobora kubihakana. Ico mose yavuga, nico yaba yahawe n'Imana, kuko yavuga gusa Ijambory'Imana. Yari yavuze Iti : "Nzokugira Imana." Moseyari Imana kuri bo. Murabona? Ntibari bazi itandukaniro, rero Imana Ica IvugaIti : "Uzoba imana, Aroni abe umuvugiswa wawe. (Murabona?) Uzoba nk'Imana,nzokwakira wewe, ijwi ryawe, kandi nzorema nciye kuri wewe. Nzovuga, kandiabantu ntibazobihakana, kuko bizoba biri ngaho. Ivyo uvuze bizoshika." Oh! lala! Bagenzi ng'ivyo! "Nzokwereka ivyo bintu." Kandi Egiputa yarabibonye.Barabibonye imbere y'igihe co ku kagoroba… canke ku gihe co ku kagoroba nyene. Yaraberetse ukugira neza kwanyo.Yaraberetse ko Ishoboye gukuraho… gukiza.

82 Abanyamareba baragerageje gukora nk'ivyo,abigana.Uzokwama ubona iminsi yose. Hariho yane na yambure bari ngaho. Ariko,hageze igihe c'ikintu nyakuri, ntibari bagifise. Ivyo ni vyo. Barakurikiyeakanya gato. Ariko, haheze umwanya, ubusazi bwabo bwaragaragaye. Mbega Bibiliya ntivuga ko ivyo bintu nyenebizoshika mu minsi ya nyuma? "Nkuko yane na yambure barwanije mose." Arikoubusazi bwabo bwaragaragaye. Kandi bizosubira kuba uko. Murabona? N'ivyo.Abantu b'imitima icuramye, bahinyuwe kuvyerekeye ukuri, ibigaragara.Barashobora kuba bafise amakoraniro, n'ibindi bintu bihambaye, n'ibihambayevy'igiciro kandi bisharijwe neza ; Ariko igihe kizoteba gishike. Muhagarare mushikamye n'Ikimenyetso !Ico ni co Imana Ishaka ko dukora. Mwumire kw'Ijambo Ryayo. Ntimutandukane naRyo. Mugumane na Ryo. Niko Bibiliyaivuga. Urupfu rwariko ruratikiza. Imana yariyaberetse imbabazi, yaberetse ubushobozi n'ibimenyetso.

83 Reka duhagarike isaha umwanya. Dusubizeinyuma ubwenge bwacu twiyumvire ivyo yasezeranye ko bizoshika mu minsi yanyuma. Ndibaza nimba kitoba ari igihe co kwisuzuma na twe. Murabona? Bari barakoze ivyo bintu vyose, arikon'ubwo ntibigeze bashaka kwihana canke ngo bizere ubutumwa bw'igihe. Ntibigezebashaka kubikora, naho vyari vyaragaragajwe imbere yabo, kandi vy'ukurivyaramenyekanye. Kandi iyo ubonye ibintu nk'ivyo bishika,n'Ikimenyetso c'uko urubanza rwegereje. Urubanza ruzokurikira ivyo bintu. N'ukovyamye, kandi ntibizoreka kuba gurtyo. Murabona? Urubanza rukurikira ubuntu.Igihe imbabazi zisuzuguwe, ntakiba gisigaye atari urubanza; Kandi ruzokwamarukurikira iminsi yose.

84 Raba, ingene bigenda. Ibishika vyosevy'uburyo bwa Mpwemu n'Ikimenyetso kivuye ku Mana. Mwiyubare. Mumenye neza ibi,Murabona. Mwihweze: Ibishika vyose vy'uburyo bwa Mpwemu. Ibintu vyose bishikan'Ikimenyetso. Nti turi ngaha ku gihamana. Ibi bintu ntibipfa gushika kugihamana. N'ikimenyetso. Ni Ikimenyetso, twihute tu… tuje mu bwihisho. Nowayari Ikimenyetso mu runganwe rwiwe; Eliya yari Ikimenyetso mu runganwe rwiwe;Yohana yari Ikimenyetso mu runganwe rwiwe. Murabona? Vyose… Ubutumwa bw'igihen'Ikimenyetso. Mubwihweze, Murabe ico buriko burakora. Murabona? N'ikimenyetso.Vyose bifise insiguro. Nta kindi gihe na kimwe ubutumwa nk'ububwari gushika. Ntibwari kuza mugihe ca Luteri; Ntibwari kuza mugihe caWisileyi; Ntibwari n'ukuza mu gihe c'abapentekoti. Ntivyashoboka. Murabona?Nta… nta kintu nk'ico cashitse, ariko, ivyo twari twarabisezeraniwe muriBibiliya. Murabona? Turi kw'iherezo! Nta cari gushika…Nti vyari gushoboragushika Imbere y'iki gihe,

kandi biriko bishika nk'Ikimenyetso. Ndibaza, mbegaIkimenyetso n'iki? Yoo! Bantu bato! Mwene Data, mushikiwanje, muje munsi y'ico kimenyetso ningoga! Murabona? Nti… ntimufateigisubirira. Nti… nti… ntimukore ivyo. Murabona? Ntimupfe kuciyumvira gusa.Mugume ngaho gushika mumenye ko Ikimenyetso cashizweko. Gushitsa (wewe wese) caciyumviro cari muri kristo kiba muri wewe. Gushitsa ivy'ubupfu vyose vy'isibikuvuyemwo. Gushitsa aho icipfuzo c'umutima wawe cose kiba We. Murabona? Hanyumamuramenya; Muramenya yuko hariho ikintu kiriho. YESU yavuze ati: "Ng'ibiibimenyetso bizokurikira abizera" atari abigira abizera, ariko abizera, Murabona?Ntidushaka kwigerezako; Kwigerezako na mba ivyo; Ntubikore.

85 Ubutumwa bw'igihe n'Ikimenyetso kumashengero. N'ikimenyetso ku bantu. Nti… Muri, muriko murabitahura? [Ikoraniro rivuzeriti: "Amen."] Ndizera ko ari co kimwe kubariko barumviriza ikaseti, murabona,no mu bindi bice vy'isi. Murabona, Ikimenyetso c'Igihe kiri ngaha. HarihoIkimenyetso gitegerezwa gushirwako, kandi nta kindi cari gushobora kuza.

86 Nimwitegereze: ivyo Imana yateguriye icogihe. Nkuko tubizi, Bibiliya ivuga ngo: ivyo vyose vyashitse ngo bitubereicitegererezo, Murabona. Mwitegereze neza, igihe Imana yari yiteguye. Mbegayakoze iki ubwa mbere? Ntiyigera ihindura uko ikora. Ubwa mbere, igihe… igihe yari mumyiteguro, yarungitse umuvugishwa Imurungikanye ubutumwa. Ica mbere yakoreyeabantu bayo kwabaye ukubarungikira umuvugishwa n'ubutumwa. Igikurikira yakoze, kugira ngo yerekaneuyo muvugishwa, yarungitse Inkingi y'umuriro nk'icemezo; kugirango imwemeze. Hanyuma ica gatatu yarungitse cabayeIkimenyetso. Ivyo ni vyo. Ikimenyetso… Mbega ikimenyetso casigura iki? Ubushizi bw'amanga! Ubwa mbere, umuvugiswa n'ubutumwa.Yishushanya ubwiwe hagati… n'i…n'inkingi y'umuriro, n'umuvugishwa wayo. Hanyuma,yarungitse Ikimenyetso: Vyategerezwa ko baja munsi y'ayo maraso, cerekana kourupfu rw'ico gisubirizi, cemewe mu kibanza cawe. Amaraso yari Ikimenyetsoyaraba, cerekana ko bumvise ubutumwa, bakizera Inkingi y'umuriro, kandi kobemeye igisubirizi co yari yarabategekanirije. Kandi ko bari munsi y'amarasoy'ivyari bigize ubugingo bwatanzwe kubwanyu. Yo! Ese ingene ari ikintugitunganye, Murabona: muri munsi y'amaraso.

87 Ubu naho muri munsi ya Mpwemu, munsi yaMpwemu Yera. Murabona? Mwizeye ubutumwa bw'igihe, murabona, Mwizeye u… u… u…ubushobozi, i…i…Inkingi y'umuriro. Mwizeye ivyo, murabona, murizeye.

88 Ubu naho rabe, kuvyizera gusa,ntibihagije. S'uku… Kuzunguruka aho ivyo biri,ntibihagije. Murabona, ivyo bituma muba babi gusumba: "Kuko uwuzi gukora iciza,hanyuma ntagikore, kuri we bimubera icaha." Murabona, abo bizera bakagarukiraku rubibe; Yesu nawe nyene yaravuze ibintu nk'ivyo. Mu baheburayo, igihimba ca 6: "Kukw'abamazekwakirwa n'umuco, bagatamira ingabire iva mw'Ijuru, bagasangira Mpwemu Yera,bagatamira Ijambo ryiza ry'Imana n'ububasha bwo mugihe kizoza, maze bakagwabakabivamwo, ntibishoboka gusubira kubahindura bashasha ngo bihane, kukobongera kwibambira umwana w'Imana hanyuma bagasuzugura isezerano ry'amaraso, aririyo ryatumye babaabejejwe…" n'ibigize amaraso vyeza. Si co kimenyetso! Ubugingo ni Ikimenyetso!

89 Ubugingo ntibwashobora kuba buri aho, kukocari igikoko. Ibigize amaraso cari Ikimenyetso - amaraso buraso niyo wabwirizwagushira ku muryango. Ariko, ubu, ni Mpwemu Yera. Nivyo tugomba dushikeko mukanya gato; tuvyerekane, Murabona. Ubugingo nico Kimenyetso. Ubugingo bwawe bwaragiye, hanyuma urapfa,ubugingo bwawe burapfa. Unyegejwe mu mana, biciye kuri kristo, hanyumaushiririrwamwo Ikimenyetso na Mpwemu Yera. Iciyumviro cari muri kristo kiri muriwewe. Kandi Kristo, na Bibiliya, n'Ijambo, ni co kimwe. "Ubwa mbere na mbere Ryari Ijambo, kandiJambo yahoranye n'Imana, kandi Jambo yari Imana." Wewe rero, n'Ijambo, n'Imana,na kristo, muri ikintu kimwe. "Ni mwaguma muri jewe, kandi amajambo yanjeakaguma muri mwebwe, musabe ico mushaka, kizobabera kuno." Murabona?

90 Yashize ubushobozi mu kanwa ka mose, kugirango ajane Ijambo ryayo, hanyuma aravuga, ibikere biraza! Aravuga ibikerebiravaho! Aravuga, inda ziraza! Aravuga, inda ziravaho! Amen! Ariko, Ikimenyetso casabwa kuri Isirayeliyose. Isirayeli yose yasabwako ico kimenyetso. "Kandi ninabona ikimenyetso, nzobarengana."Oh! ra ra! Ese ubushizi bw'amanga!

91 Isohoka rya Isirayeli muri Egiputa cariIkigereranyo c'ibishika uno munsi. Egiputa, ryari ishengero, Isirayeli naryo ryagereranywan'Umugeni. Nk'uko Isirayeli yasohotse muri Egiputa, niko umugeni asohokamw'Ishengero. Murabona? Kuko habwirizwa kubaho ikintu risohokamwo; kandiribwirizwa gusohoka, nimba vyari ikimenyetso. Ishe… Ishengero riri muri Egiputa, mw'isi no mu vyaha,kandi ntiyitwararitse namba Ikimenyetso canyu. Mbere nti banacizera. Ariko Isirayeliyaragikunze, kuko ari agakiza kuri bo. Ôo!Ôo! Ivyo vyodutuma tunezrerwa, vyotumye imitima yacu…

92 Ni mugishireko shengero! Ntimunanirwe. Si vyo? Ntu…ntu… ntimurindireizuba ngo rirenge. Nti…nti… nti…ntimuruhuke, haba ku murango haba mw'ijoro.Ntibizokora bane banje. Ntibizokora ! Ubwirizwa gufita Ikimenyetso! Muravuga muti : "Ndizera, ego. Ngiye… ndi… ego, ndizeraubutumwa. Ndi… ivyo ni vyiza, ariko… ivyo… ivyo ni vyiza. Ariko mubwirizwa kuronka Ikimenyetso! Muranyumva, ga hema ryaBranham? Mutegerezwa gufita Ikimenyetso gishizwe kumugaragaro! Mutagifise, ukwizera kwanyu kuba kubaye impfagusa. Murabona?Muzobaho ubuzima bwiza: murumvira ico Ijambo rivuga, uja gusenga,

mukabahomugorororotse. Ivyo ni vyiza, ariko si co.”Ninabona amaraso “, Ng'icoIkimenyetso. Ariko ubu Ikimenyetso, Si…

93 Kuko ico ya… yabwirizwa kubona amaraso amarasoyo nyene, kuko ubugingo bwari bwagiye, bwaba bwakivuyemwo, kuko cari igikoko. Ariko, ubu n'ubugingo bwiwe bwari mu maraso. Kandiivyari biyagize vyari gusa ivyerekana, canke Ikimenyetso c'ukwizera. Arikoubugingo ubwabwo ni co kimenyetso. Kuko, ata gukebwa, ata kimenyetso, ntuba urino mw'Isezerano Vyose bikorera hamwe. Hamwe wovuga ko wakebwe, kubw'Ijambo Ryoryonyene, hanyuma ukazokwizera Ijambo; hamwe wizeye Ijambo, Ikimenyetsogitegerezwa kuza, kuko yavuze ngo:“Ni mwihane kandi umuntu wese abatizwemw'Izina rya Yesu KRISTO, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzoronkaingabire ari yo Mpwemu Yera.” Ng'ivyo. Ôo! bagenzi!

94 Ni mwitegereze. Imyiteguro kubw'ihanga ryayory'igihugu c'isezerano. Mwihweze neza ivyo yakoze. Ubwambere, yari afise ihangaryo yari yarateguriye igihugu; yari yarabateguriye igihugu. Hanyuma arungikaivyari bikenewe kugira ngo bitegure, kubw'ihanga ry igihugu c'isezerano. Vyarikuri abo bonyene batoranirijwe ico gihugu c'isezerano…? Hanyuma ingene yabikoze,yarungitse umuvugishwa n'ubutumwa, amugaragaza n'inkingi y'umuriro, hanyumaatanga Ikimenyetso, kugira ngo bashire amakenga kwari vyo. Nivyo. Vyababereyeivyo kubirura. Isirayeli isohoka muri Egiputa cari i…ikimenyetso. Iki n'igishitsa ikigereranyo: gusohoka kw'Ishengero mu madini.Ariko, s'amadini yose… Nshaka kuvuga umugeni. Muratahura, hariho abantu bamwe,hariho bamwe mu bigenga babi nk'abanyamadini, mbere rimwe na rimwe babikubasumvya. Mvuga, kubijanye n'Ikimenyetso gishizweko.Ikimenyetso cemeranya n'Ijambo iryo ari ryo ryose Murabona? Bitegerezwa, kuko ariIjambo. N'ubugingo bwari mw'Ijambo.“Amajambo yanje n'Impwemu; n'ubugingo” Yesuniko yavuze. Murabona?

95 Igihe mose yatangura Igikorwa ciwe muriIsirayeli yaciye yihuta ikorana iva muri Egiputa, hose ikoranira i gosheni;basubiye mugihugu cabo, kuko bari bazi ko hari ikintu cari categuwe gushika. Ôo! EseIkigereranyo! Ôo!Bava mu buseruko no mu burengero, Bava mu bihugu vya kure, (Ni vyo! Murazi iyindirimbo.)

Ku munsi mukuru w'Umwami, barire ku mezayiwe,

Ese izo ngenzi ingene zihezagiwe!

Bihweza mu nyonga hiwe hera,

N'uguca ibibatsi kw'urukundo rw'Imana;

Abafise uruhara ku buntu bwiwe,

Nk'utubuyenge duca ibibatsi ku rugori rwiwe. Ôo,Yesu araza vuba,

hanyuma imibabaro yacu, izoba iheze.

Ôo, Mbegahamwe umwami uno mwanya yoshobora kuza

Kuri abo babohowe ku caha,

Ôo,Mbega mwoba mu munezero,

Canke mu mibabaro, n'ukwihebura guhambaye?

Igihe umwami wacu azoza mu bwiza,

Tuzomusanganiramu kirere.

Shira ku mugaragaro Ikimenyetso! “Kandi nzomuzura ku munsi w'iherezo.” N'ivy'ukuri! Turi muri iyo minsi.

96 Ihanga ryarakoraniye i Gosheni. Baribiteguye. Bari bazi ko hari icari carateguwe gushika. Bari nka… Mufate nk'akarorero, imbata iyo ari igihe cokwimuka, zose zigira icarimwe. Igihe inzuki, n'ibindi vyose, vyiteguye, Harihoikintu muri zo kizikwega.

MpwemuYera akwega abantu!

97 Igihe hari hageze umwanya aho uburakebuhambaye bw'Imana busesekara, vyose… Haje imbata zibiri, ingabo n'ingore. Hajeibisapfu bibiri, ikigabo n'ikigore. Haje ifarasi zibiri, ingabo n'ingore.Hariho icabikwega; Ivyatoranijwe. Ibisigaye vyarahonye. Ôo [Mwene DataBranham akoma amashi] Ibisigaye vyarahonye. Ariko vyumvise bikwegegererwakwinjira, vyaramenye ko ubwato bwateguwe. Cari ikimenyetso ko imvura yagiraize. Vyaramenye ko hariho imvura yagira ize, ivyari kugaragara vyose cankeivy'abandi bantu biyumvira. Vyari bibizi. Hariho ibintu muri vyo cavuga giti: “Injiraharya ningoga! Injira harya! Kuko ni cokibanza conyene kiza kubamwo ubuhungiro.” Kuko Imana yateguye umuvugishwa.Yarungitse ubwato

nk'Ikimenyetso. Avuga: "Nimwinjire." Imvura yari igiye kuza.Kandi vyinjiyemwo, bibiri bibiri. Ibikoko vyose vyarinjiye bibiri bibiri, mubwato. Kuko vyinjiye imbere. Ibisigaye ntaco vyari bitwaye… Ivyari hanze y'ubwato vyarahonye.

98 Ivyari inyuma y'Ikimenyetso, inyumay'amaraso, vyarahonye; vyose. Kandi vyose inyuma y'Ikimenyetso ca Mpwemu Yera, bizohona. Uko boba bameze neza kose, Uko bobaabanyeshengero kose… ntaco bitwaye! Bariho benshi nkabo mu gihe ca Nowa. Barihobenshi nkabo mu gihe ca mose. Ariko, umuntu yananiwe gushirako amaraso,nk'Ikimenyetso. Abananirwa kuza muri Kristo… Kuko ni We Bwato! Mu b'Ikorinto 12 havuga ngo: "Muri Mpwemu umwe twesetwabatirijwe mu Mubiri umwe." Uwo mu buryo bw'impwemu, s'ishengero, arikouw'impwemu s'amadini; Umubiri w'Impwemu wa Yesu Kristo! "Muri Mpwemu umwe", indome nkuru M-P-W-E-M-U, Mpwemu, "Twesetwibijwe muri uwo Mubiri umwe." Aho rero ikimenyetso kiri ku muryango, kukomuri muri Kristo. Kandi yari Wa wundi? Ikimazi cawe ni we yishizeko igihano.Kandi iyo Imana iravye ivyo, ntaco ishobora gukora. Muri mu mutekano nta ngere,kuko Imana na Kristo n'umuntu umwe. Mpwemu yabaye umubiri abana natwe. KandiImana, na yo nyene ubwayo, namwebwe, abana bayo bwite, Mu mubiri. Ng'ivyo!S'ibigize ikintu biboneka, ariko ni Mpwemu! "Nzobarengana hejuru."

99 Bavuye hose muri Egiputa kugira bakoraniremuri ico kibanza kimwe, kugira ngo bashobore kuba munsi y'Ico kimenyetso. Kandi baje bava mu ba metodiste, mu babatiste, mu baprespiteriyano, mu ba Luteri, mu bapentekote, n'ibindi kugirababe munsi y'Ikimenyetso. Neza neza nk'uko vyabaye nyene! Yari Inkingi y'Umuriro yari yagaragajwengaho. Hanyuma umwe abwira uwundi, uwundi abwira uwundi, hanyuma icabaye ubwa mberebose batanguye kuza. Batanguye kuza, hanyuma baravye Ikimenyetso c'Imana.Bavuze bati: "Uguca amateka kuregereje." Hanyuma Umuvugishwa yavuze ati: "Imanayambwiye. Hazoba Ikimenyetso. Hanyuma muzoshiraamaraso ku gishimaryango; Muzokerera umwagazi w'Intama mushire amaraso kugishimaryango, kandi ico kizoba Ikimenyetso, kuko urupfu rugira rukubite vuba."

100 Reka ndababwire uyu munsi, nk'Umukozi waYo: kiretsegusa Ikimenyetso kiri ku muryango, urupfu rwo mu buryo bwa Mpwemu rugiyegutera. Kandi amashengero yose ariko agenda yerekeza muri bwa…muri bwa bumwebw'amashengero y'isi yose. Ariko asubira muri katorika. Kandi abavutse ubwakabiri vy'ukuri nibo bonyene batazovyinjiramwo! Mwibuke: s'idini ryawe ry'abapentekote,kuko baza bari muri ryo, vyerekana ko bapfuye. Barahonye. Barahevye umugabanewabo bawugura ibitagira ikimazi. Baramusohoye ariko We ariko aronderaIkimenyetso. Kuko bo ico bubakiyeko kwari ukuvuga mu ndimi. Ntimwubakire ku kuvuga mu ndimi gusa atakindi! Ariko ni mureke Ikimenyetso ubwaco kibeho, Umuntu YESU KRISTO, Ubugingobwiwe bwite muri wewe…Ntimukebwe gusa kuri iki, na kirya, ariko mukebweubugingo bwanyu bwose, gushika aho wewe na KRISTO muba umwe; KRISTO murimwebwe, kandi ubugingo bwiwe bugaragare buciye muri mwebwe.

101 Ubu naho… ubu naho: Bava hose muriEgiputa. Rab'ubu naho, nk'uko tubona ivyo bakoze, nk'uko tubona igihe cegereza,dutegekwa gukora nka vyabindi nyene. Ivyo mwari mubizi? Raba ivyo umuvugishwayavuze. Ubu naho tugiye gusoma, nimba mushaka kodusoma, mu baheburayo, Igice c'10. Nimba mushaka gusoma hamwe nanje, Nshakagusoma umurongo umwe canke ibiri hano, imbere y'uko tubandanya. Abaheburayoigice c'10; Reka dutangurire ku murongo wa 26 w'igice c'10 c'Abaheburayo. Oya,ni… Reka ndabe. Ego. Ego mushingantahe! Abaheburayo igice c'10, umurongo wa 26,Murabona! Kuko, nimba dukora icaha ibigirankana tumaze guhabwa… Reka ndabe, hoba ari aha? Ego. Niho. Ego… Nimba dukora ivyaha ibigirankana kanditumaze guhabwa kumenya ivy'ukuri, ntihaba hagisigaye ikimazi c'icaha, arikohaba hasigaye ukwitegana ubwoba gucirwa kw'iteka no kwitega umuriro w'inkaziuzorigata abansi b'Imana. (Ehe raba neza!) Ukengereyeivyagezwe vya Mose, ivyabona bibiri canke bitatu biramwicisha ata kagongwe;mugira ngo umuntu ntazoba akwiye guhanwa ibirushirije cane asiribanze Umwanaw'Imana, ariyumvira amaraso y'isezerano yamwejeje, kw'ari igihumane, agacokora Mpwemu w'ubuntu yazanywen'amaraso?

102 Bavugabutumwa, bantu bo mw'Ishengero, bantub'ineza, bantu b'akaranga, abo muri bose: Muzi ko ari Imana yabakuyeko itabi…Bakenyezi, murazi ko ari We yabakuyeko kwambara amakabutura, ni… n'imishatsiimowe, n'ibindi… Murazi ko yabikoze, ariko mugahindukira mukabirengako, hanyumamugafata ayo maraso y'isezerano nk'uko ari ikintu gihumanye. Ayabejejeakabazana gushika aho…! Niko vyagendeye ba batasi. Nimba bamazegushika ku rubibe rw'Igihugu, bararavye hakurya, hanyuma bakavuga bati:" Ivyo,ndazi ko Igihugu kiri harya, ariko ibisika ni vyinshi cane. Twebwe tumezenk'inzige", bahoneye mu bugararwa. Abizera bagarukira ku rubibe!

103 Ntupfe kuza gushika ngaha, uvuge ngo:"Ndizeraubutumwa!" Murasonera Ubutumwa! Ingo muri KRISTO!Mwovuga muti: "Ego ndizera Ijambo ryavuzwe, Mwene Data Branham." Ivyo ni vyiza,ariko ivyo… vyerekana gusa… gusa ko mushoboye gusoma. Nimwakire ubu butumwa, mubushire mu mitimayanyu: Mutegerezwa gufita Ikimenyetso, kugira ngo bwa bugingo bwari muri KRISTObube muri mwebwe. "Ninabona Ico kimenyetso, nzobarengana."

104 Igihe tubona, ibimenyetso bihambayevy'igihe c'iherezo kw'isi uno munsi, turazi ko ari vy'ukuri. Ehe raba ibinabirindiriye igihe kirekire cane, ubu butumwa, kuri mwebwe. Murabona? Kandimwarabonye

ibimenyetso vy'igihe c'iherezo. S'ivyo? [Ikoraniro riti: "Amina"]Muzovyemera? ["Amina"] Turi mugihe c'iherezo. Nta na kimwe mbona gisigaye. Mwovuga muti: "Mbega ivy'ikimenyetso ca cagikoko vyo ni gute?" Abanka Mpwemu Yera baba bamaze gushirwako ikimenyetsoc'igikoko! Igihano kizoza hanyuma. Murabona?

105 Muri Isirayeli, iyo inzamba ivuze, mumwaka wa yubire; umuntu wese… Mwabonye KRISTO… mu gusoma ibi? Yasomye gusaigice c'ibi cari kijanye na kiriya gihe. "Yandungitse gukiza abafise imitimaivunitse, kuvuga ubutumwa bwo kubohorwa," n'ibindi, n'ibindi, Murabona? Arikoya… "n'ugutangaza umwaka w'ukwemererwamwo w'Umwami."Ariko ibisigaye, ntiyigeze…ntiyigeze abisoma; yaciye asubiza umuzingo hasi. Kuko ivyo biraba iki gihe.Murabona? Yasomye gusa igice, igice caraba kirya gihe ciwe. Ubu naho, ibi ni vyo agiye gukora uyumunsi. Ibi ni vyo ariko arabwira Ishengero uno munsi, biciye kuri Mpwemu wiweyasizwe amavuta. Ubu niwo mwanya! Iki ni co gihe! Nimumwakire mwese! Nimumwakire!

106 N'ibiki! Turabona ca gihe gihambayec'iherezo, ya matara atukura araka hose! Ku vyaremwe; Turabona ivyaremwe vyatsaamatara: "Igihe kiri hafi." Turabibona kw'Ishengero ryatsa amatara, ryaciriwekoiteka. "Igihe kiri hafi." Riri mw'isi. Turabibona mu… mu birere, ku biyaga, kumahanga, mu zuba, ukwezi, inyenyeri. Ibimenyetso! Turabona ibimenyetso vya Mpwemu Yeravy'igihe c'iherezo: bigaruka ku bantu. Nk'uko vyari mu gihe ca Loti, IngeneMpwemu Yera yakorera mu muntu hariya yari Imana yigaragaje mu mubiri… Imana,muri ico gihe, yokwigize umuntu, mu mugeni wiwe, hanyuma akerekana cakimenyetso nyene. YESU avuze ko bizoba gutyo nyene mu minsi ya nyuma. Mbereubuhinga nyene bw'abantu bwarayifashe amafoto, n'ibindi n'ibindi. Turabona koibimenyetso vy'igihe c'iherezo vyegereje. Turazi ko biri ngaha.

107 Hanyuma, tubona ibi, nimba munyizera![Mwene Data Branham aca akubita ku ruhimbi.] Nimba mutanyizera, nimwizereibimenyetso, nimwizere Ijambo, kuko bishingira intahe ndiko ndababwira. Nimbantababwira ukuri, ntivyobishingiye intahe. Imana ntizokwigera Ishingira intaheikinyoma. Imana Ishingira intahe ukuri. Kandi aya majambo ashinga intahe kombabwira ukuri. Ni yo yonyene ashingira intahe ubu butumwa nigisha. Si wamumarayika wenyene hamwe ku ruzi, wa munsi, umwe yavuga ati: "Ubutumwa bwawebuzotangurira ukuza kwa kabiri kwa HRISTO", ibikorwa ubwavyo! Nimba mudashoborakwizera kourya mumarayika yavuze ukuri, nimwizere ibikorwa, Kuko Bibiliya ivugakw'ivyo bintu bizoshika mu gihe c'ihereao. Ni vyo… Ni vyo bishinga intahe. Nivyo bivuga gusumba amajambo yanje canke amajambo y'uwo ari we wese. N'IjamboRyiwe. Bishingira intahe igihe.

108 Kandi turabona ivyo bimenyetso bihambaye biteyeubwoba ku bantu, n'ibimenyetso vy'igihe kw'isi, umubabaro mu mahanga. Turabona Isirayeli, yasubiye mu gihuguc'amavukiro. Ibendera, ya nyenyeri ya Dawidi y'amasonga atandatu, ihungabana;rya bendera rya kera gusumba ayandi mw'isi. N'igihugu. Gifise Leta. N'igihugucigenga. Gifise intebe mw'ishirahamwe ry'ibihugu. Kuri ivyo bintu vyose… Kirimw'ishirahamwe ry'ibihugu bishize hamwe. Kandi gifise ifaranga rya co,n'ibindi. Yesu yavuze ati: "Uru runganwe ntiruzorangira, ivyo vyosebitarashika." Kandi, mwibuke, muri iryo joro nyene Wa mumarayika yambonekerahariya. Ni vyo. Raba aho tugeze.

109 Vyose vyaragaragajwe neza neza ko ariukuri. Sinigeze ndababesha. Nababwiye ukuri. Kandi Imana yashingiye intahe konababwiye ukuri. Ubu mwibuke, ndi mwene so, nd'umuntu murabona, murabona.Nd'umuntu nkamwe mwese, ariko hategerezwa kubaho uwubizana, hariho uwutegerezwakubivuga. Nti kwabaye ugutoranya kwanje, kwabaye ugutoranya kwiwe. Nanje nababwiye ukuri, na We yashinze intaheko ari ukuri. [Ikoraniro riti:"Amen." -Umw.] 242 Igihetubona ivyo kwisi uno munsi… yo! Bagenzi mwe, iyi n'isaha yanyuma! Ishireko icokimenyetso mwihute… uko bishoboka, canke ni mwinjire mu kimenyetso, injire mukimenyetso, injire mu kimenyetso! Igihe tubona Ikimenyetso gihambaye c'iherezokitwereka ko igihe cegereje, kitubwira: "igihe kiri hafi!"

110 Yoo! Ibi mubifate nka nkama! Dutegerezwagukundana cane! Ntimuvuge abandi nabi. Iyo umuntu akoze ikosa, mumusengere bunonyene. Ivyo biraturaba twese, mu Mana. Turi bene Data na bashiki bacu. Mubeho,mubeho nk'abakobwa b' Imana, mubeho nk'abahungu b'Imana. Mube abiyoroheje, n'uburwaneza,n'uguca bugufi. Nti mureke ibibi ngo bize mu mpwemu yanyu, muvyiyumviro vyanyu; Ni muvyirukane! Kidodoye ku muryango, gihinde!. Muvuge gusa…Mwerekane gusa Ikimenyetso canyu, hanyuma mubandanye muje imbere muti: "Ndi musiy'amaraso!"

111 Mwibuke, kuri uwo mugoroba, benshi barajekuri abo bagore [Mwene Data Branham akubise ku gicaniro. -Umw.], bavuga ngo: "Ewe!Gertie! Lllie! Bamwe muri mwebwe, nimusohoke, turaja ku munsi mukuru muri irijoro!" "Oya, oya! Ndi musi y'amaraso! Ndi munsi y'Ikimenyetso, kandi ntegerezwakuguma ngaha. Urukundo rwanje ndarubikiye Umuremyi wanje. Urupfu ruyerera ku gihugurino joro!" Kandi urupfu ruyerera mu gihugu uno munsi! Urubanza rurarindiriye,rusungaye hejuru. Amabombe atomike, Idorojene, amahano y'uburyo bwosearindiriye amahanga. Imana nayo iriko yegeranya Ishengero ryayo, kandi yerekanye vyose…Twararagiye umwagazi w'Intama igihe kitari gito, twitegereza, tubona ivyoakora, twitegereza kamere yiwe, n'ibindi- ariko, ubu, Ikimenyetso gitegerezwagushirwako. Gitegerezwa gushirwako. Ni co kintu co nyene. "Umuntu atavyawe naMpwemu, n'amazi, ntazokwigera yinjira yo." Mutegerezwa gukundana. Abizera botegerejwe kwitandukanya n'isi. Ubu, ntimubifate minenerwe.

112 Mwebwe mwese, muriko murumviriza ikaseti, mwa bagabo, mwa bagore,mwumvirize neza akanya gato! Nimba mwarigeze kunyizera, ni muvyizere ubu! Harageze ko mureka uko guterana amajambo. Mwizereubutumwa bwa Bibiliya! Mwizere YESU KRISTO! Kandi mukundane, mwubahane, kandimusoneranire. Bagabo, musonere abagore banyu .Musonere ingo zanyu. Abo mu rugorwanyu babe abashize hamwe, kuko, mwibuke, uwo mwagazi w'Intama wari uw'inzu,ntiwari uw'umuntu umwe, inzu yose yabwirizwa kuja hamwe. Ikintu cosecategerezwa gukoranirizwa imbere. Dutegerezwa gukundana. Kandi abizerabategerezwa kwitandukanya n'isi.

113 Mwitegereze neza, ntibari bakoranijwe gusan'ukuvugana ivy'ubutumwa. Bari bakoranijwe no gushirako amaraso, gushirakoIkimenyetso. Ivyo nivyo mutegerezwa gukora. PasitoriNevillle, hamwe n'iri koraniro, abafise ivyo mujejwe, abadiyakoni, namwe bene data,harageze ko dushira ku ruhande ivy'urupfu, vy'iyi si, gushira ku ruhandeibigaye vyose. Ubu turamaze kubona ibikwiye kugira ngo tube abadafiseugukekeranya. Ikimenyetso gitegerezwa gushirwaho. Mutagifise mugiye guhona;mutegerezwa guhona, ni co kintu co nyene. Ȏo,Ntimuze hamwe hanyuma ngo muvuge ngo: "Ndavyizera!" Jamunsi yaco, ni mucinjiremwo! "Muri Mpwemu umwe twabatijwe, kugira tugireumubiri wa YESU KRISTO. " Umuntu wese yizere n'umutima wiwe wose. Murabona?Ntiyarabwa n'uw'ari we wese atari munsi y'Ikimenyetso.

114 Ni nde yavuga? [Umuntu umwe aca avuga ati : "yari iradiyo kumurongo mugufi mwene data Branham." -Umw.] Amajwi avuye mu kirere? ["Aciye mu kiduza amajwi" -Umw.] Mu kiduzaamajwi? Arinjira ngaha? Numvise umuntu. ["Mwene Data Branhm, nibaza ko yariamajwi yavuye hariya inyuma." -Umw.] Amajwi, Ego. Oh, ba… babifatanije. Ndibazako ba… oh! ku miduga! Mumbabarire; Narinzi ko ari umuntu yavuze ikintu,niyumviriye ko hari umuntu yashatse kumbwira ikintu hanyuma ntabishobore.Murabona, ni co gituma, Na… navuze ivyo nakoze. Nababonye muraba hirya no hino.Numvise ijwi. Nibajije yuko ari umuntu ngo avuge ikintu, hanyuma sinamenyeivy'ari vyo. Murakoze rero.

Ariko, mwizere, muje musi yaco!

115 Isirayeli ntiyaje hamwe, ngw'ivuge ngo : "Reka twese tuje igosheni uyu munsi. Turaja gutembera i gosheni. Mwebwe ni mufate ingamiya yanyu,natwe, turafata imikogote ikwegwa n'amapfizi. Turahitana abo kwa Jones, aha,n'abandi n'abandi, na… n'abo kwa Gokdberg, hanyuma turaja i…i gosheni. Hanyumamurazi none ? Mose araza kuvuga uno munsi! " Nti vyar'ivyo! Oyamushingantahe, Mwene Data! N'ukuja munsi y'aya maraso! Egome!

S'ukubivuga, N'ukwinjira muri vyo! Umwe muri bo yovuga : "Urazi ga mushingantahe goldeberg,ndazi neza ko ari ukuri." "Ego, Mwene Data, Ndizera ko ari ukuri. Ndazi ko ivyo ari ukuri.""Mushingantahe Lavinski wewe uvyiyumvirako iki?" "Vy'ukuri n'ukuri! Narabonye ubushobozi bwa YEHOVA Imana Ivuga.Narabonye vya bikere biva muri iki gihugu. Ndazi ko bitashitse gushitsa abivuze;Kandi ndazi ko, ari YEHOVA Imana." Ivyo vyose, ni vyo.

"Mbega warakebwe"

"Ego mushingantahe"

"Uri uwizera"

"Ego mushingantahe!"

116 Hanyuma, igihe bumva pasitori Mose avuga uwo munsi, yavuze ngo: "Ariko mutegerezwa kuja munsi y'amaraso, kuko ariko Imana yavuze: Amarason'Ikimenyetso! N'Ikimenyetso! Uko mwobamwizeye uko ari ko kose, uko mwoba mwarakebwe kose, n'Isezerano Imana yahayeAburahamu, n'ibindi, n'ibindi. Ariko mutegerezwa kuja munsi y'amaraso, ni cokimenyetso. Kuko niko yavuze: 'Ninabona amaraso, nzorengana', yabaumw'isirayeli canke uwundi!" Muyindi mvugo: waba umunyedini canke utari umunyedini, uwo uri wewese, utegerezwa kuza munsi y'amaraso. Umumetodiste, umubatiste, umuprespiteriyano, umupentekoti, uwutagiraidini, uw'uri wese, biraba umwe umwe ku gatwe kiwe. Utegerezwa kuza munsiy'amaraso. Ntupfe kubivuga gusa; Uvyakire! Munyumvirize! Murabibona? Mutegerezwakuza munsi y'Amaraso! Ntiyabazwa umuntu n'umwe yaba atari munsi y'Amaraso. Imana yariyabitomoye ko: uwo wese atari munsi y'Amaraso yari kurimbuka.

117 Noshobora gukoresha Amajambo yiwe? Abo bose bari hanze ya KRISTObazohona! Mbega winjira muri KRISTO gute? 1 korinto 12: "Muri Mpwemu umwe." Si : "Guhana amaboko, ku bw'ukwiyunga, ku bw'idini…" Uko nikobagerageza kubisigura. Baragomba babandanye. Ariko: "Muri Mpwemu umwe twese twabatijwe, mu mubiri umwe." "Nahoyoba umumarayika avuye mw'Ijuru akigisha ibindi, Pahulo niko yavuze,arakavumwa"! Ubwo nibwo butumwa: nimuze muri Kristo! Rabe, umuntu uwo ari we wese atari munsi y'Ikimenyetso Imanantiyamubazwa. Kandi Imana ntibazwa umuntu n'umwe, munini canke muto,rurangiranwa canke atari rurangiranwa, atunze canke mukene, umugurano cankeuwidegemvya, uw'igitsina gabo canke igitsina gore. Ntaco afise abazwakubw'umuntu uw'ari we wese atari munsi y'Ikimenyetso c'Isezerano; Ntabibazwa.

118 Mwovuga ngo: "Ariko, yo Mwami? Narakoze ibi. Narasenzeabadayimoni. Mwami, Narakoze ibi. Na… Naravuze ubutumwa bwiza." "Ni mumvireho, mwa bakora ibizira mwe. Sinigeze mbamenya."AmenyaIkimenyetso conyene. Muravyumva? Nimuvuge muti: "Amina" [Ikoraniro riti:"Amina!"] Ubunaho, biri kuri wewe. Ya… Nari niyicariye hasi mu biti, wa munsi; hanyuma abo bahungu barikobibaza… bambwira bati: "Ehe iminsi ibiri iraheze, ntura…"Sinari bwice n'umuharen'umwe. Bavuga: "N'ibiki?" Murabona, vyari ivyo. Murabona? Yambwiye ati: "Bibashireko, kuri bo. Arambwira ati: wa… wabimbwiye.Murabona? Ubu naho, n'ivyanyu. Biri ku maboko yanyu.

119 Nta kindi kintu na kimwe azoraba atari rya sezerano, rya MpwemuYera, -Kandi ntushobora kuronka iryo sezerano, kiretse warakijijwe, ukezwa,hanyuma ukabatizwa muri uwo mubiri. Ntazobikora. Mwoshobora kwigana: mwoshobora kwumvamunezerewe neza, hanyuma mugasimba simba, mukavuga mu ndimi, hanyuma mugatambamuri Mpwemu. Ivyo ntaco bihuriyeko n'ico! N'uvyumvirize! Mw'Izina ry'Umwami!Imana ivyo sivyo Imenya! N'abapagani ivyo barabigira! N'abarozi ivyobarabigira! Mwovuga muti: "Ndi incabwenge. Nkora iki,kirya canke ikindi." We ntaraba ingeneuri incabwenge. N'umurwanizi nawe niko ameze. Murabona? We ico amenya n'iki… n'Ikimenyetso! Nibwobutumwa bw'iyi saha! Nibwo butumwa bw'uno munsi! Nibwo butumwa bw'iki gihe!Mw'Izina rya YESU KRISTO, mubwakire!

120 Si igi… igisubirira, ikintu umurwaniziyoshobora kubashirako. Azobaha nk'akarorero, urukundo rutari urw'ukuri rutumaumugabo akunda uwundi mugore yongera ku wiwe, canke umugore w'uwundi mugabo,canke ibindi bintu vy'ibiterasoni. Urwo s'urukundo rw'ukuri. N'umurwanizi!Nivyo bikorwa vyiwe. N'ibintu yagerageza kuguha mu kibanza; Azobaha umunezero,ukumva mumerewe neza muzanirwa n'ukunywa; Muzovuga ngo: "Numva ntameze neza;nshaka nsohoke nje kurondera iritiro ry'inzoga hanyuma ndavyibagire." Urwo,n'urupfu. Imana niyo kanyamuneza kawe! Imana niyonkomezi zawe! Kumenya ubutumwa, kumenya ukuri, ivyo nivyo biduhagije! Niwebimpagije vyose. Muri We, ivyo nkeneye vyose biri muri We. Niwe nkomezi zacu."Ugutabarwa kwanje kuva ku Mwami." Mwebwe bakristo, nimuronderere muri Weakanyamuneza kanyu; Ni muronderere muri We inkomezi zanyu; Nimuronderere muriWe umunezero wanyu. Niwe mahoro yanje. Niwe kanyamuneza kanje. Niwe rukundorwanje. Niryo sezerano: Ikimenyetso ku muryângo.

121 Ntiyabazwa umuntu n'umwe, n'umwe uw'uri wewese, Ntiyabibazwa, utari munsi y'Ikimenyetso. Kandi, mwibuke, umuryango wose wariukoraniye hamwe. Ôo! Bagenzi! Ni mwibuke… Muravuga ngo: "Ego, Data n'umuvugabutumwa.Uwo tuvukana… Umupasitori wanje…" Ego, ivyo vyoshobora kuba vyo na vyo nyene,ariko weho ni gute? Ni mwibuke, baba mu mutekano gusa igiheIkimeyetso caba cashizwe ku mugaragaro! Iyo umuntu yaba ari munsi ngaho,hanyuma umuhungu wiwe akaba yibereye hakurya y'ibarabara, yaba ageramiwe; yarikurimbuka. Se wiwe, we, yari gukira. Canke umuhungu akaba ngaho, hanyuma sewiwe hariya, se yari kurimbuka. Ikimenyetso conyene! "Ninabona Ikimenyetso,nzobarengana." Iki nico kintu conyene. Muvuga ngo: "Egome, umuhungu wanjen'umuvugabutumwa." Ba nyoko banyu bakavuga bati: "Ndafise umuhungu arutaabandi, canke umukobwa aruta abandi. Ndakubwire, nta wumeze neza nka bo.Barujujwe Mpwemu Yera, ese urukundo bafise! Barubaha. Sinari bwabone nka bo! "Wewe ni gute ga muvyeyi? Muravuga ngo: "Mama n'umuntu atekerejegusumba! Ndazi ko, hamwe apfuye, azoja mw'Ijuru, kuko arafise vy'ukuriIkimenyetso, Mwene Data Branham. None weho ni gute ga mushiki wanje? Umuryango wose utegerezwa gushikanwa musi.

122 Murarushe? [Ikoraniro rivuze riti: "Oya!"-Umw.]Ndaza guheraheza mu minota mikeya, nk'umunota umwe. Ndashobora guhagarika,hanyuma nkaza gusubira mw'Ijoro. ["Oya"] Ariko, nimba… nimba mushaka kurindiraakanya gatoyi, nogerageza kunyarutsa. ["Amen."] Hariho ivyo nashaka kuvuga kuriivyo ubu. Kuko ndiyumvira, ko vyoba vyiza mubironse ubu mukiri munsi y'ukwogusigwa. ["Amen."] N'igihe gusa Ikimenyetso kiba gishizwe kumugaragaro! Kandi! Umuryango wose utegerezwa kuba munsi y'ico Kimenyetso,Amaraso. Abagabo n'abagore mufise abana ndazi ingene mumererwa. Naje ndafiseabana. Nkeneye kubona bakijijwe. Ndavuga ku bwanje, uno munsi. Murabona?Ndafise abo tuvukana. Ndafise mushikanje. Ndafise abo nkunda. Nda…ndashakakubabona nabo nyene bakijijwe. Ariko, mwibuke ko, Ikimenyetso kidashizwe kumugaragaro, bazorimbuka; Nta zuka ririho kuri bo. Ivyo ni vyo. Barazimiye.Kiretse gusa Ikimenyetso gishizwe ku mugaragaro!

123 Raba nk'akarorero, muri yosuwa… (Nifuza kotwari kuhasoma iyaba umwanya wariho. Ni muhandike: Yosuwa igihimba ca 2.)Rahabu, maraya w'umunyamahanga yizera. Ôo, ese ingene nifuza yuko hari kuba hakiri nka satatu! Nari… nari gufataivyo, hanyuma nkabereka ingene vyari bimeze hariya, murabona. [Ikoraniro rivuzeriti: "Fata umwanya ukwiye." -Umw.] Uwo maraya, w'umunyamahanga, raba neza:umuryango wiwe wose… yari uwizera. Umuryango wiwe wose wategerezwa kuja munsiya ka kagozi gatukura, ca kimenyetso. Bategerezwa kuja munsi yako, atar'ahobari kurimbuka.Bari barumvise ivy'uburake bw'Imana. Bari barumviseivy'ukugaragara kw'ibimenyetso n'ibitangaza vy'Imana hagati mw'Ihanga ryayo.Hanyuma bategerezwa kuvyakira; yategerezwa kuvyakira. Umumarayika w'umuranduziw'Imana yariko araza. Barabimenye. Kandi yosuwa niwe yari uwo mumarayika. Barimu murongo. Amahanga yose yo muri iyi si ari mumurongo wo guca amateka kw'Imana! Uwo maraya we yari yarumvise. Ukwizera kuzanwan'ukumva! Yavuze ati: "Igihugu cose gihinda agashitsi imbere yanyu." Ni vyo.

124 Abatasi bari bararungitswe gutegura ikibanza,n'ibindi… yarubashe abo bantu. Kandi ya… yashaka gukizwa. Yavuze ati: "Ndazi koImana yanyu ariyo Mana, Kandi narumvise ibihambaye yakoze. Ndazi ivyo yakoreyeOgi, kandi ndazi ivyo yakoreye amahanga atandukanye. Kandi ndabona yukoabamwemeye bakize, kandi abatamwemeye barimbutse. Kandi nanje nshaka kubaho!"Avuga ati: Ôo! Ehe ndababonye "Nshaka kubaho" kuko barihweje gusa yo…

125 Nimwihweze. I Yeriko bari barumviseIvy'Imana yariko Irakora; ariko ntibashatse kwakira imburi. Kandi nta dini narimwe muri kino gihugu,canke hafi, ritumvise havugwa ivy'Imana Iriko irakora. Ntibashaka kwakiraimburi. Ububasha bwaYo buhambaye n'Ibimenyetsovyaragaragaye. Yari yakoze iki? Yabajabukije ikiyaga "Gipfuye" bajabukan'amaguru ahumye; yateje… yaremye ibintu, yaremye ibikere, n'inda,n'imbaragasa; biza mu kirere yabiremesheje Ijambo ryiwe, abicishije kumuvugishwa wayo. Nti vyari ikinyegezwa ku muntu n'umwe. Bari babizi! Hanyuma raba ubu, avuga ati: "Ivyonaravyumvise! Sinshaka guhonerezwa hamwe n'abo batizera! Oya! Mushingantahe."Yari azi ko uguca amateka kwari kugiye gukurikira, kuko bari muri uwo murongonyene. Yari abizi.Hanyuma bamuciriye inzira yo kubikira.

126 Bategerezwa kuba bari bizeye yuko idinirihambaye ryabo ry'iyeriko ryari gushobora guhagarara imbere y'uburakebw'Imana, murabona, idini ryabo rihambaye. Ivyo ni vyo benshi biyumvira uno munsi."Yooh! Vy'ukuri Imana ntizokora ivyo!" Ivyo ni vyo satani yabwiye Eva: "oya,vy'ukuri Imana nti…" Izobikora, kuko yavuze ko Izobikora, murabona, kandi iryon'Ijambo ryayo! Ego mushingantahe. "Umuntu atavutse…" Ng'ibi Ibimenyetsobizokurikira abavutse… murabona? "Kubw'ivyo bose bazomenya ko muri abigishwabanje…" N'ibindi, murabona. Neza cane. Nivyo bashatse gukora. Ôo!

127 Habaye iki? Barababujije kuvuga! "Ntamuvyuro dukeneye ngaha! Idini ryacu ntirizoshigikira ibintu nk'ivyo!Ntituzokwemerera ibintu vy'ubupfu nk'ivyo hagati yacu! Ndababujije mwesentihagire n'umwe aja muri ico gikorane!" Huh! Yeriko, neza neza mu gitigiric'abavumwe! Ariko hategerezwa kuba hariho bene data, bashoboyekunyengetera ahantu hamwe, bajanye amakaseti ku mbuto zatoranijwe. Barinjiye munzu kwa mushiki wacu umwe baramwumvisha amakaseti. I… inzu yiwe urusengero rwokwakiriramwo Ubutumwa. N'ubu nk'abo bariho, Murabizi. Ariko ubwoaribwo bwose ubutumwa bwarashitse ku mbuto zatoranijwe. Ntituzi ingenebwashitseyo, ariko bwarashitseyo- Kugirango abagororotsi ntibahonerezwe hamwen'abanyakibi! Imana Irarinda ivyo uno munsi. Ego. Mu buryo ubu canke ubundi,ubutumwa buranyengetera. Ntituzi ingene bigenda. Naho banka kubishigikira.Ariko hariho imbuto, iyo hanze, zatoranijwe kuva kera.

128 Umuntu wese hari ico azi kuri Bibiliyaarazi ko urya maraya yari yaratoranijwe. Vy'ukuri yari uwatoranijwe! Ntiya…Bibiliya ivuga iti: "Ntiyahonerejwe hamwe n'abatizeye." Ivyo ni vyo. Ariko weyizeye ubutumwa bw'igihe. Kandi Imana yamuhaye Ikimenyetso,ibicishije ku ntumwa zayo. "Ufate akagozi gatukura tukutuku, ukabohere ku…"ati: "Wibuke! N'utabohera ako kagozi ngaho, canke ng'ukarekeze hamwe twaca muguhunga, indahiro yacu ntizodufata." Hanyuma bavuga: "Niwava munsi yako,ntituzokubazwa." Oh! La la! [Mwene Data Branham akomye amashi gatatu.] "Rahabu;genda urondere imbuto yose yatoranijwe iri ngaho! Genda urondere so wawe, nyokowawe! Kuko dusohotse tuva muri Egiputa, munsi y'Ikimazi c'impongano, hariyamuri Egiputa kandi ikintu cose kitari munsi y'Ikimenyetso kizohona. Rahabu, nguhayeIkimenyetso. N'Ikimenyetso! Kandi ndabivuze, mw'Izina ry'umwami, ndabikubwiye,ni washira ico…! Ndazi iyo… iyo ntumwa. Ndazi umumarayika w'uburake yosuwa.N'intumwa y'umuranduzi y'Imana. Ndamuzi, kandi arazi ko hategerezwa kubahoikintu nk'Ikimenyetso! Kandi urakimanika, ndabikwemeje… Ndarahiye." N'Imananayo nyene yarashizeho indahiro, ko abatari munsi y'Ikimenyetso bari guhona,kandi ko abari munsi ya co bose bari gukira.

129 N'ubu, ya ndahiro nyene iriho uno munsi,co kimwe. Murabona. "Sinzobareka ngo muhonere hamwe n'abatizera ubutumwa."Kandi ba… Yari yarumvise ibikorwa vyari vyarakozwe,hanyuma aravyizera. Ariko, nko…, yari… we na se, abo bivukana nka babiri, cankeibindi nibo bonyene bizeye, mu gisagara cose.

130 Murabona ingene bari bake? Umwe gusa ngaha, harya.Umuryango mutoyi ni wo uzova mu gihugu. Ni vyo? [Ikoranira rivuze riti: "Amen."-Umw.] Ni vyo nyene! Tuvuga ibiriho! Tu… Nimba mushobora kuraba igishitsaIkigereranyo ico ari co, mubanza kuraba ubwa mbere ico ikigereranyo cari. Utegerezwa kuraba igitutu icari co, hanyuma muca mumenya uko ikintu nyakuri kiza kuba kimeze. Muratahura? Inkomezi ziwe zaragaragajwe. Guca amatekakwari kwegereje. Bategerezwa kwizera kugira ngo bakire. Egome mushingantahe!Kandi abo…

131 Abo basore binjiye ngaho, izo ntumwa,hanyuma… hanyuma zifatisha urwo rubuto rwatoranijwe, rwizeye. Yakoresheje inzuyiwe nk'urusengero, rwo kwakira izo ntumwa. Nti bari kubareka ngo binjire munsengero zabo. Oya mushingantahe! Murabona? Rero, ya… Namwe ntibazobareka ngo mwinjire na mba!Bazobasohora ni mwagira ico mubivuzeko. Egome murabona? Binjije musiy'Ikimenyetso abo bose mu gisagara ciwe bashatse kwizera. Ivyo ni vyo twategerezwa gukora na twe unomunsi! Nimba mushaka ko bamwe mubo mukunda bakizwa, vyobabereye vyiza mubinjijevuba! Murabona,

132 Igihe uburake bw'Imana bwahonobereza icogisagara kinini, ico kimenyetso cogumije inzu yiwe mu mutekano. Amina! Vyari ibiki?Ikimenyetso cari ku kimenyetso ciwe…nako Ikimenyetso cari ku nzu yiwe.

Igiheahasigaye hose h'igisagara hariko harasenyurwa! Mbega vyari ibiki? Mbega vyariibiki? Yosuwa, Intumwa y'Imana! Imana yo nyene ubwayo yemeza ubutumwabw'Intumwa yayo. Amina! [Mwene Data Branham akoma amashi kabiri.] Ivyovyarabigaragaje! Ivyo vyarabigaragaje! Baremeye ubutumwa… Yaremeye ubutumwabw'Intumwa yiwe. Kandi, igihe ahasigaye hose h'igisagara hariko harasenyurwa,ca kimenyetso c'umutukutuku ca rahabu cari ngaho, hejuru y'umuryango… hanyumaabasigaye barahonye! Hanyuma abamarayika b'abaranduzibarabandanije, bahonya icari kihari cose mu gisagara; Nta n'agace k'igitunzwena kimwe kasigaye. Ntihagize n'umwe muri bo asohokana ikintu na kimwe.Yategerezwa kurimbukana naco (asohotse muri iryo dini). Bafashe ibintu vyosebarabihonya. "Haravumwe umuntu azogerageza gusubira kucubaka! Impfura yiweizopfa igihe azoba atanguye", n'ibindi n'ibindi. Imana yabivumye mur'ubwoburyo, ico kintu gihambaye cari caranse ubu… Ubutumwa bw'ubuntu n'imbabazibibaza ko bari mu mutekano.

133 Uno munsi abantu benshi biyumvira ngo: "Kukond'uwo mw'Ishengero, ndi mu mutekano." Ntimwizere ivy'ubupfu nk'ivyo! "Igihe Amaraso azobabera Ikimenyetso." Mpwemuubu niwe azobabera Ikimenyetso, bwa bugingo bwari muri Maraso.

134 Co kimwe… Reka tuvyiyumvireko: ca kimenyetsonyene cari muri Egiputa, cari muriEgiputa, ca kimenyetso nyene c'ubugingo cari muri Egiputa, Imana yakoresheje cakigereranyo nyene hariya. Yosuwa, ikigereranyo gitunganye ca YESU, yabayeumwizigirwa ku kimenyetso intumwa ziwe zigishije. Yosuwa, igihe yavuga ivyo,yavuga ati: "Nti mukore kuri iyo nzu, canke kuco ari co cose kiri muri yo. Ivyobibikiwe Umwami!" Amen! Umunyamahanga, maraya, inyererezi! Ariko yarumvisearizera; hanyuma ashirako Ikimenyetso. Uko mwoba mwarinjiye kwose mu vyaha, ivyomwoba mwarakoze vyose, ivyo vyose ntaho bihuriye n'ivyo! Ni mushirekoIkimenyetso! N'ivyawe! Nimba wumva mu mutima wawe hari ikintu gikwega, n'ivyawe!Ni mushireko Ikimenyetso! Uwo Yosuwa ahambaye…

135 Ijambo "Yosuwa" risigura ngo "Yehova-Umukiza"nk'uko Yesu risobanura "Umukiza." Kandi yosuwa igihe yamenya ko intumwa ziwe… Intumwa ziwe zaragarutse zimubwira ziti:"mubashe amategeko yawe! Kandi twabonye umugore (Murazi) aho twavuza amakaseti.Hariho umugore yizeye Kandi twamubwiye ko abazoza bose munsi ya ca kimenyetsogitukura, bisobanura ngo Ikimenyetso. None ko navyigishije uzovyubahiriza ga Yosuwa?""Nari nabarungitse ngo mukore ivyo!" Amen! Ehe kandi, igihe… Imana yarubahirije ivyo. Inzu ntiyigeze isenyuka na gato. Kandi, igiheyosuwa yahagarara aho agatanga Ikimenyetso co guhonya ibintu vyose, hanyumabagatangura… Rahabu we, n'umuryango barasigaye ngaho, n'ivyabo vyose. Amina!Amina! Ivyabo vyose vyari munzu mu mutekano. Bagumye gusa ngaho, kandintibarabira no mw'idirisha. Barashobora gusoma ivyanditwe igihe intambarayabica bigacika! Ehe raba ingene yagarutse (hanyuma) agakunda…agakunda umugabisha w'ingabo, hanyuma agatwarwa agashikanwa I beterehemu, kandiyararonse umugabane muri bo. Munyuma yavyaye… yavyaye umuhungu rurangiranwa,hanyuma uwo muhungu rurangiranwa avyara uwundi muhungu rurangiranwa, uwomuhungu avyara uwundi muhungu rurangiranwa gushika rurangiranwa w'agaheta aje.Usubiye inyuma, kuva kuri Obedi, hanyuma yese, kandi n'ugushika kuri Dawidi.N'ivyo. Maraya rahabu, kuko yizeye intumwa. Yashizeko Ikimenyetso hanyuma inzuyiwe yarakize; canke yari guhonera aho yari ari.

136 Ubu mwumvirize neza. Oh, Mbwire, murabibona? Abarimunsi yaco bose muri Egiputa Barakize. Abari munsi yaco bose I yeriko barakize.Abari munsi yaco bose uno munsi bazokira… Mu baheburayo 13 :10 na 20… Nta mwanya wo ku hasoma dufise. Nimuhandike. Nari nashatse kuhasoma. Ryitwa "Isezerano rihoraho"…………….. Amarasoya YESU yitwa "Isezerano rihoraho." Egomushingantahe ! "Isezerano rihoraho." Kuber'iki ritiswe "Isezerano ry'ibihe bidashira"? Kubera ritari kuba iry'ibihe bidashira! Igihetuzoba ducunguwe, rizoba riheze. Ribaho ku buryo buhoraho, bisigura ngo: "Igihekanaka", gushika igihe giheze. Ntarindi rizosubira kubaho. Igihe, ibihe bizozavyarangiye nta sezerano tuzoba tugikeneye. Ariko, gushitsa igihe kirangire,turacakeneye Isezerano.

137 Kandi mwibuke, mu baheburayo13: 10-20: "Isezeranorihoraho." Isezerano ry'Imana, ryashizweko Ikimenyetso n'Amaraso, ryatubohoyeku caha. Amina! Nta caha kiri muri we. Icaha, umuntu ubwiwe, umubiri… Musenge, kandi mugaragaze ubushobozi bwiwebwasezeranywe! Ubwoko bw'Isezerano ry'Imana, ryashizweko Ikidodo n'Amaraso, ryashizwekoikidodo n'Ikimenyetso, Bafise Mpwemu wa YESU KRISTO muri bo, ngo: "Uzonyizera,ibikorwa nkora nawe azobikora", kugaragaza Isezerano. Murabona?

Isezerano Rishasha! "Isezerano" bisigura indagano. Ukwo ni ukuri, sivyo, ga Dogiteri Vayle? Isezerano bisigura indagano. Isezerano Rishasha bisigura Indagano Nshasha: Isezerano rya kera ryari ryashaje, mu gihe c'umwagazi w'Intamaw'Imana, kandi ubugingo bwiwe butugarukako. Amaraso n'ubugingo! Murabona? Amaraso n'ubugingo mw'Isezeranorishasha, murabona, ubugingo buva mu Maraso y'umwagazi w'Intama, bisiguraIsezerano rishasha, Isezerano Rishasha. Kubw'ivyo Imana…"Hanyuma y'iyo minsi,nzokwandika ivyagezwe vyanje ku bisate vy'imitima yabo." Murabona? Murabona?"Si ku bisate vy'amabuye, n'amaraso y'umwagazi w'Intama, aho vyatuma muvuga ngo:'Ego, na… nashizeko amaraso ngaha, mbega ubu bivuga iki?' Ariko ku bisatevy'imitima yanyu, murabona… Isezerano rya Mpwemu nzogiriranira n'Ihanga."

138 Kandi ivyo bigaragaza ubushobozi bwiwe.Muri yohana 14:12, havuga ngo: "Unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora." Isezerano rishasha ni "……………." ubugingobushasha, vyerekana ko YESU

yoshikije vyose, ku bwacu, ivy'Imana yasaba,kugirango atugarukane, atugire vy'ukuri, abahungu n'abakobwa b'Imana, munsiy'Amaraso, aho ataguca amateka kukiriho. Mu baroma 8:1 havuga ngo: "None rero ntarubanza ruriho kubari imbere", si kuri abo bavyizera, "Abari muri KRISTO YESU,atari abagendeshwa n'umubiri, ariko na Mpwemu. Kandi Ijambo ryanje ni Mpwemun'ubugingo." Murabona? Oh! Ehe ingene noshobora gukuramwo iyindi nyigishotwomarako amasaha abiri. Ariko, reka tubirabe twihuta, murabona. Nta rubanza rukiriho, twabohowe ku caha,twabohowe ku mwitwarariko w'iyi si, nta ruba… kuber'iki? "Kuri abo bose, muriMpwemu umwe babatijwe mu mubiri umwe." Aho, Amaraso y'Umwagazi w'Intamayarashizweko. Imana yo mw'Ijuru Yarakwemeye kandi ivya… ubugingo bwiwe burimuri wewe, kandi muri abahungu n'abakobwa b'Imana. Ingeso zawe n'ingeso z'Imana; N'ibiki?N'ugusunikwa gatoyi? Oya mushingantahe! Imana n'Imana Ica imanza. N'Imana Ikosora.Bibwirizwa kuja ku murongo. Nta kindi. Uwo niwo muntu uri kuko uri uko So ari.Murabona?

139 N'ibiki, Ubugingo, itegereze neza igiheubugingo bukuweko kugira ngo Amaraso aboneke? Murabona? Ubugingo bwo ubwabwobuba bukuweho. Murabona? Ubugingo bukuweho kugira ngo amaraso aboneke.Murabona? Amaraso yari yashizweho kandi ubugingo ntibwashobora kugaruka kuwizera, kuko bwari ubugingo bw'igikoko. Nti bwari ubugingo… Ariko rabe, aho kuba umuntu yariuwurengeye, uwurengeye, uwurengeye umuntu. Murabona? Kandi ivyo bituma umuntuubu, ataba gusa umuntu ariko umuhungu, umukobwa w'Imana kur'ubwo bugingo,burengeye, burengeye, burengeye, burengeye, burengeye bwari muri We, bugarukakuri mwebwe, hanyuma bukabahindura bubakura kuba abanyavyaha, mu bintu vy'isi,uwo mu rusengero uwuja mw'idini, mukaba umukristo yavutse ubwa kabiri yuzuyeMpwemu. Ubugingo bw'Imana bugatemba buva muri wewe, nk'amasase ataruka avamw'ibuye ry'ikubirizo, igihe ugendagenda, wuzuye ubushobozi, n'urukundon'ukugira neza, kandi Mpwemu Yera akagendagenda akavuga. Oh! La la! Ng'ivyo!N'ibiki? Mukumva ubutumwa mugahanga amaso Inkingi y'umuriro na kwagushir'amanga guhezagiwe…"Navuye mu rupfu nja mu bugingo" ubu nta gucirwaurubanza kukiriho na mba.

140 "Nimba imitima yacu itaducira urubanza,tuba dufise ubushizi bw'amanga, murabona tuba tubizi" Ariko nimba icaha kiri mumitima yacu, aho biducira urubanza, nti… ntitwirirwa turanatangura. Murabona? Mutegerezwa kubohoka ku caha. Kandi inzira yo nyene ushobora kubohoka ku caha n'ukwinjiramuri We. Nico conyene gitwikirizo c'icaha, ni Kristo. Mwibuke, Isezerano ry'Amaraso, Isezeranory'Amaraso ntiryemerwa ata kimenyetso. Ntushobora. Ntushobora. Wovuga ngo: "Ego,na… narejejwe singikora ibintu" Ico si co Kimenyetso. Ni Mpwemu, ni weKimenyetso, Mpwemu wa KRISTO kuri wewe. Vyizere!

141 Ubu raba, Ijambo ritwemeza ivyasezeranywe.Ivyo vyose nanditse ngaha vyotubera ubutumwa; noshobora kubandanya nigishaumunsi wose, vyoshoboka, kuri vyo, murabona? Ijambo ritwemeza ivyasezeranijwekuko ari Isezerano. Ijambo n'isezerano kandi Ijambo n'Imana kandi Ijambo n'i…n'iryacu, kandi duhinduka Ijambo, hanyuma Ijambo rigahinduka twebwe. "Nimwagumamuri Jewe, Amajambo yanje muri mwebwe…" Murabona rero, ivyo bica bihindukaumuryango munini uhambaye. Murabona. Biduha gushira amanga. Kubera iki, Kuberako ari igice cacu. Murabona? Murabona? Murabona, bihinduka igice cacu. EseIjambo ryo kwishimikiza! Neza cane. Bitwemeza Isezerano.

142 Ikimenyetso n'icemeza ko ikiguzi carishwekandi cemewe. Ntushobora kuronka Ikimenyetso mw'ishirahamwe rijejweivy'amatereni utarariha igiciro; kandi uburyo bwo nyene bwo kurihaigiciro… N'ukukiriha. Ivyo ni vyo. N'ibiki none? Muvyizere, muvyakire. Kwubahakwuzuye (gushitse) Ijambo ry'Imana bizoguha uburenganzira ku kimenyetso. Ukwubahakwuzuye! S'igice ca ryo nk'uko idini ryacu rizogenda, ariko ryose. Kwubahakwuzuye (gushitse) Ijambo, ariryo kristo, rikwinjiza muri Kristo.

143 Mbega vyogenda gute hamwe woba warinjiyewese ariko amaguru agasigara arebareba hanze? Mbega vyogenda gute hamwe winjiyewese amaboko nayo arebareba hanze? Benshi muri twebwe turi imbere ariko umutimaurebareba hanze? Murabona? Murabona? Umutima ukiri mw'isi? Murabona? Arikontidukora gurtyo. Ukwubaha kwuzuye bituma wewe n'Ijambo mubaumwe. Uraryizera ryose agace kose. Kandi ryose riba muri wewe. Ntimwigenza uko ariko kose. Murabona? Muriabakristo ivy'umuntu uwo ari we wese yovuga ntaco bibagira na gato. Muri murikristo. Muri mu mutekano ntangere. Igihe urupfu rudodoye ku muryango ntabubasha rufise. Murabona, habe na gato. Kubera iki? Rurakujabutsa gusa rugukurangaha rukujana Hariya.

144 Imyaka ntaco ivuze. Warabohowe ku myaka.Uri mubihe bidashira kuko uri muri We. N'uw'ibihe bidashira. Ntaco bivuze, ubamuto, ushaje, uw'imyaka igereranye, ic'uri cose. Uba mwiza, mubi, mugufi,uvyibushe, n'ibindi. Ntaco bivuze. Nta na kimwe. Ntimuta umwanya wanyu kur'ivyo, n'ivyobintu bindi. Ivyo mwa… mwarabirenganye. Mwarapfuye. Ubugingo bwanyu buhishijwemu Mana biciye muri KRISTO. Mushizweko Ikimenyesto na Mpwemu Yera, mugenderamuri KRISTO. Birakwiye… Nivyo vyonyene hanyuma mukabandanya. Ariko, oh! la la!

Nyuzuza iminsi yose urukundo

Uko ngendana na ya Numa yo mw'Ijuru

Ndeka ngende iminsi yose, n'indirimbon'agatwengo

Nyuzuza…

145 (Ndeka) mbe Mwene Data. Mbe akarorerokazima k'ivyo KRISTO yavuze ko umuntu yotegerejwe kuba. Mbe mwene Data kurimushiki wanje. Mbe umu… umuvugabutumwa ku bavugabutumwa. Mbe akarorerok'uburorero. Nereke isi ko iri Jambo ari KRISTO. Uburyo bwonyene kugira ngonshobore gukora ivyo n'ukwinjira muri We. Kuko, sinoshobora kubikora jeweubwanje. Nawe ntiwoshobora kubikora. Ariko reka Ijambo nawe mube umwe, aho niryo ryiserura riciye muri mwebwe. Muba mubaye ivyete bigendagenda vya YESUKRISTO, igihe afise ugutegeka kwose, abategeka, kugira ashitse Ijambo ryose. Hamwe aje muri iyi nzira, ati: "Nshakagukora iki" nawe ukavuga uti: "Oya, oya ibi sindavyizera" Murabona. Ntubaurashika mw'Ijambo. Murabona?

146 Kwuzuye… ubu raba neza, Kwuzura, ubu,naho, ukwubaha kwuzuye kw'Ijambo Ry'Imana ryose biduha uburenganzira kuKimenyetso. Hanyuma, igihe turishe… dusenga dutegerezwa gufita Ikimenyetsotwerekana n'amasengesho yacu. Hamwe uvuze uti: "Ndasenga, Mwami, arikovy'ukuri simfise…" Ni vyo ntushobora, vyiza woca uhagarika aho nyene. Murabona,ku… Tangura ubwa mbere muronke Ikimenyetso, murabona, kuko ico kimenyetso nicoazokwemeza. Murabona? Ego mushingantahe! Igihe dusenga, dutegerezwa kwerekanaIkimenyetso: "Mwami narakwubashe, vyuzuye (bikwiye). Narihanye ivyaha vyanje.Ndumva yuko wampariye. Narabatijwe mw'Izina rya YESU KRITSO. Mpwemu Yera arikuri jewe. Ubu naho hari ico nkeneye kubw'ubwiza BWAWE. Mwami ndabigusavye.N'ivyanje ubu." Hariho ikintu gica gifata aho [Mwene Data Branham aciye yiganauguhwehura kw'umuyaga.] N'ivyawe birakwiye. Biba biheze. Biba bitunganye"Nsavye iki, nagisavye. Ntegerezwa kukironka. Murabona? Murabona? Nda…ndagishaka kubw'ubwiza bwawe" Murabona? Ego, nivyo, hanyuma Aca akiguha. Ubwouba uzi ko ari ivyawe. Uko niko bimeze ku bana bacu n'ibindi n'ibindi, dushirakoAmaraso, vyizere. Ni ivyo gusa. Neza.

147 Aca akora iki none? Iyo ufise Ikimenyetso n'amasengeshoyawe, vyerekana ko washitse ku kuzura. Ku kwubaha ijambo ry'Imana ryose. Wewen'Ijambo muba muri umwe uba usaba gusa ico muri. Murabona? None, kubera iki,murabizi. Hamwe mbariye iki nti: "We kuboko nyubaha!Nzanira uwo mushwara!" Kurabikora, murabona, ukuboko kuranyubaha kubera iki?N'igice canje. Murabona? Igihe wewe n'Ijambo mwahindutse umwe rero,buri sezerano ryose, Imana Ihabwe icubahiro, buri sezerano ryose n'iryawe.Rirakubaha. Nico gituma mukwiye kwiyubara kuko mugiye gukora. Ntuzoca ushiraukuboko kwawe muziko, hanyuma ng'uvuge gusa ngo "Ndabe nkora ibi" Oh! Oya, oya!Murabona? Ariko nimba harimwo ikintu muri uwo muriro, mbwirizwa kuja kuronderauzonyubaha. Murabona? Murabona? Ivyo nivyo. Murabona, utegerezwa kwiyubara muvyo ugomba gukora. Raba impamvu Mpwemu Yera atangwa, agerwa,n'ibindi. Muratahura ico ngomvye kuvuga n'uko ba… Ntimushaka… Umukozi w'Imanaw'ukuri ntiyishira hejuru kubera ivyo. Ni ivyo. Uko n'ukwiyerekana. Igihe dusenga, twerekana Ikimenyetso. Ivyovyerekana ko twubashe vyuzuye (bishitse).

148 Paulo atubwira ko "Amaraso avuga". Arikorero umuntu wese arazi ko amaraso ubwayo adashobora kuvuga. [Ikoraniro rivuze riti:"Amen." -Umw.] Ariko ni bangahe bazi ko Amaraso Avuga? ["Amen"] Nimba mushakaku vyandika ni Mw'Itanguriro 4:10 Imana yavuze iti: "Murumunawe n'ibiki?" iti: "amarasoyiwe ariko arasemerera kw'isi akurega" Amina. Ivyo si vyo? Amaraso yiwe arikoaravuga. Haleluya [Mwene Data Branham akomye amashi gatatu. -Umw.] Imana yavuzeIti: "We n'ibiki?"

Yavuzeati: "Nari umwungere wa murumunanje?" Yavuze ati: "Amaraso yiwe arikoarasemerera." Amaraso yiwe ariko arasemerera. [Mwene Data Branham akubise kugicaniro incuro zitandatu. -Umw.] n'Ikimenyetso. N'Ikimenyetso c'uko yariyishwe. Amaraso yiwe yariko arasemerera amurega.

149 Iyo ufashe mw'Itanguriro 4:10 hanyuma mu Baheburayo12:24,hanyuma mugatangura gusoma. Mu baheburayo 10, 12:24 havuga ngo: "Amaraso ya YesuKristo Avuga ivyiza kuruta aya Abeli." Murabona, Abeli yari umuntuw'umugororotsi. Yarapfuye. Yapfuye ataco azira kuko yari mu nzira. Yari munzira, umwizigirwa ku guhishurirwa nyakuri yari afise. Yaravuze. Yarasemereye!Amaraso agororotse ya Abeli yarasemereye arega Kayini. Ariko Amaraso ya Yesu Kristo, ntasemerera gusaaracungura. Amina! "Avuga ivyiza" Abagira abahungu n'abakobwa. Abahisha uburakebw'Imana. Murabona? Amaraso ya Abeli ntiyashobora guhisha kayini. Murabona,Ariko Amaraso ya Yesu Arabishoboye. Nimba wahora uri Kayini, kera sokoroka unomunsi; Nimba warahamye Ijambo Uvuga ngo: "Igihe c'ibitangaza caraheze. Ibibintu ntibigira epfo na ruguru n'ibindi." Ariko arasemerera, murabona. Amaraso yaYESU KRISTO arasemerera, ariko harimwo uguharira muri yo nimba mwoyemera gusa.Noshima yuko ibi twobimarako akanya. Murabona. "Amaraso avuga ibintu vyizakurusha."

150 Ni mwizere muronke umutekano, hanyumamushireko, murabona; Mwizere kubera ivyo. Ng'iki icobatuma mwizera. Murabona, mushakaumutekano wanyu ubwanyu. Mwizere kubw'umutekano wanyu hanyuma mushirekoIkimenyetso kubw'umuryango wose. Murabona? Wovuga uti: "Ivyo nobikora gute?"Vyishuze! Nimba ivyo vyarakoze kuri wewe hanyuma wewe n'Ijambo mugahindukaumwe. Amina! Amina! Murabona? Murabona, Rirakora kuri umw'umwe wese murimwebwe. Wewe n'Ijambo muri umwe hanyuma, urishire ku mwana wawe, urishire ku bakundwa bawe. Nk'uko Rahabu yakoze, yashizekoIkimenyetso kuri se, agishira kuri nyina, agishira kuri basazawe, na barumunawehanyuma

arabinjiza bose. Gishireko uvuge uti: "Mwami, ngiyekurondera umuhungu wanje. Ngiye kurondera umukobwa wanje. Ndamwishuje! 'Satanimurekure!' Nje kumurondera. Nshizeko Ikimenyetso canje Mpwemu Yera. Yoo! MpwemuYera wewe uba muri jewe, Mfatira urya mukobwa wanje. Ngiye iyo ari, n'ugusigwakwawe kuri jewe" Azobikora. Amen.

151 Ivyo ni vyo bakoze muri Egiputa. Ivyo ni vyo bakoze i Yeriko. Nimba mushaka gusoma ahandi, Ivyakozwen'intumwa 16:31 Paulo yabwiye umugabisha w'abasoda ijana ati: "Izere!Nd'intumwa y'igihe. Wizere umwami Yesu Kristo, urakira n'inzu yawe." Ivyo nivyo? Wizere kubw'inzu yawe, bazane bose munsi. "Warabonye Imana yo mw'IjuruIkora igitangaza. N'imbere y'uguca urubanza. Mbega uravyizera?

Egome!Nokora iki?" Avuga ati: "Haguruka hanyuma ubatizwe"Pahulo amujana hanze amubatiza avuga ati: "Wizere umwami Yesu Kristo urakiran'inzu yawe." Wizere iki? Wizere Umwami Yesu Kristokubw'inzu yawe. Ushire Ikimenyetso ku nzu yawe. Mbega uca ukora iki ugishize ku nzu yawe?Shira hanze imyanda yose. Ayo majipo magufi, ayo mabutura, ayo makarata, iryotabi n'amatereviziyo n'ibindi terera hanze vyose. Igihe ugiye gushirakoIkimenyetso; Ntashobora kwihanganira ivyo. Egome mushingantahe. Vyose tererahanze. Izo ntambo n'iminsi mikuru n'imiziki, n'ibinyamakuru vy'ibiterasonin'ibindi vyose vy'isi, terera hanze muvuge muti: "Turiko turakura ubucafu bwosehano."

152 Nk'uko yakobo yakoze; yavuze, yabwiyeumugore wiwe n'abo bari kumwe bose ati: "Mumesure impuzu zanyu n'ibindi. Batehanze imana zabo" Amen! Yo… Murazi ivyo Yosuwa yavuze imbere yokujabuka? Yavuze ati: "Mumesure impuzu zanyu, ntimubonane n'abagore banyu,n'ibindi n'ibindi, hanyuma mwitegure kuko mu minsi itatu tuzojabuka yorodani"Amen. Yariko aritegura, yariko arashirako Ikimenyetso. Amen. N'ivyo. Ni witegure. Ugishireko. Ucizere. Utunganye.Reka abana bawe, umuryango wawe, abakundwa bawe bakibone muri wewe. Ivyo nivyo. Bizogira ikimazi. Egome mushingantahe! Hanyuma ushireko Ikimenyetso mu gusengan'u… n'u… n'ubwitonzi bwinshi, n'ukwizera. Ugishireko n'urukundo rwinshin'ibindi n'ibindi, gushika umenye ko bizo… bizoshika. N'ivyo. Ugishireko n'ukwizera, wizere ko bizofasha. Wihagararire ngaho uvuge uti: "Mwami narabishuje. N'abanje. Ndabashaka kubwa wewe Mwami"

153 N'ugishireko, rema ico cuka hirya no hino yawe, ku buryo bazocinjiramwo. Murabona? Oh. Uri… uri… Iyoufise Ikimenyetso, habaho iruhande yawe impwemu, ubushobozi bituma igihemugendagenda abantu bamenya ko muri abakristo. Banezerwa n'uko wogira icoubabwiye. Bizera Ijambo ryawe. Ico uvuze bagifata nka nkama. Murabona? Ni vyo. Shirako Ikimenyetso hanyuma ukigendane.Ishuze urugo rwawe. Ubwirizwa kubikora ubu nyene. Kino gihe c'akagoroba.Mwarumvirije igihe kirekire none ubu n'igihe c'akagoroba. Ubu n'igihec'ugushirako. Umunsi umwe uburake buzotikiza har'aho igihe kizoba carenze.Murabona? Shireko Ikimenyetso, n'ukwizigira.

154 Nimba mwashaka kubisoma… Kugira ivyo musoma,Icanditswe nanditse kuri ivyo, soma mu banyefeso 2:12 Nimba mushaka kuvyandika.Nimwitegereze, mu banyefeso 2:12 uhasomye havuga ngo: "Ntidukorera ibikorwabipfuye ariko dukorera Imana nzima, n'ibikorwa bizima" Amina! [Mwene DataBranham akomye amashi kabiri] Oh! la la! N'ibikorwa bizima, n'ibimenyetso bizima.Murizera ibimenyetso bizima? [Ikoraniro ryishura riti: "Amen"] Mwandike kandi abaheburayo 9:11-14 nimba mushaka ku vyandika, Ibimenyetso bizima, Ibikorwabizima, mushireko ivyo! Atari za nemeye zipfuye"Nzofata umuhungu wanjendamujane ku rusengero mbone ko abaye umwe wo mu rusengero" Umuhungu yubashe w'umukristo w'aha,umugenzi ameze neza, umugenzi wa kera, umuhungu nyawe, ya… yaraje ngahaarabatizwa. Nyina yavuze ngo: "Nipfuje yuko agenda mw'Ishengero rinini gusumbaayandi, kugira ngo ubatizwe"? Murabona? Murabona, we ntiyashaka izo zanemeyezipfuye n'ibindi. Murabona?

155 Ntidukorera za nemeye zapfuye n'imana zapfuye. Dukorera Imana nzima Imwe Amaraso yaYo yaseseka hariya, hanyumatugashirwako Ikimenyetso, kugira ngo natwe tubeho. Amina. Egome mushingantahe! Ntimukorere za nemeye zipfuye.Baranahakana mbere ivyo bintu nk'Ikimenyetso. Bivugira ngo: "Igihe c'ibitangazacaraheze. Ivyo bintu vy'umubatizo wa Mpwemu Yera ntibibaho." Kuber'ikiwokwifatanya n'ibintu nk'ivyo? Murabona? Ntimukore ivyo. Mushireko Ikimenyetso hanyuma "Mukorere Imananzima", kubw'ibikorwa bizima, ibimenyetso bizima; ibimenyetso bikiza abarwaye,bizura abapfuye, bivuga ibizoba, bivuga mu ndimi, bisobanura indimi, igihe cosemu buryo butunganye, ubuvugishwa buvuga iki canke kirya ibintubikazoshika, bizana ibimenyetso hejuru mw'Ijuru no kw'isi, ibimenyetson'utwumiza. Amina, kuvuga neza neza ivyo Bibiliya ivuga ko vyashitse "MukoreraImana nzima", mushireko ikimenyetso!

156 Ntimuje muri ayo mashengero yabo ngomwifatanye n'ibikorwa vyabo bipfuye n'ibindi nk'ivyo, kuko ntibizera namba ivyobintu nk'Ikimenyetso. Ariko twebwe twizera (amina!), turazi ivyo… Bivugira ngo"Ivyobintu ngo n'ikimenyetso, ntabibaho. Ivyo, oh, oh Ivyo ntibigira epfo na ruguru.Ivyo bariko bavuga hariya n'ubusazi . Kubera ivyo bintu ntibibaho. Kubera,mwebwe abagore hariya oh, mwebwe… mwebwe, kubera, muta… iyo nyambaro yanyu…!Hari ico ivuze…? Hari ico ivuze nyene". Niko Bibiliya ivuga " Mbega ivy'imishatsi bihuriye he na…?" yamara Bibiliya irabivuga. Iryo… iryo niryo tandukaniro, murabona "Ntukoreko, ntugumye, ntiwumvirize;" ni Imana. Ubu ivyo birafise ico bimaze.

157 Bo biyumvira kw'ari ubusazi. Ariko kuri twebwetwizera kandi tuzi ukuri, turazi ko ari za Nyonga

nzimaZiwe ko akora vya bindinyene We yakora kuko gukora vya bindi nyene igihe yari ngaha kw'isi. Amen. "Ôo" bivugira ngo: "Biyumvira gusa ko babonaInkingi y'umuriro" Oya! Oya! Ntaco twiyumvira. Bibaza Paulo na we nyene ko ari ivyoyiyumviriye. Egiputa yibaza ko Isirayeli ari vyo yiyumviriye ariko vyabajanyemu gihugu c'Isezerano. Egome Mushingantahe! Ntitu… Mu Baheburayo13:8 Murazi: "Uko YESU KRISTOyari ari ejo niko ari n'uno munsi kandi niko azokwama ibihe bidashira" (Nimbamuriko muravyimura) murabona ko "We ni wa wundi nyene." Bo bavuga ngo vyari ivyiyumviro kanaka.

158 Igihe nandika iyi mirongo nandika hano, mba nzi aho iyo mirongo iri. Ni cogituma ndabitora ningoga. Murabona? Tuzi yuko ari za nyonga nzima ziwe, kukoakora kwakundi nyene muri uwo Mpwemu. Ariko nimba yafashe inzira ya zanemeyecanke y'idini, duca tumenya ubwo nyene ko atari KRISTO. Ivyo si vyo none? [Ikoraniroriti: "Amina"] Iyo nza kuba nabajanye muri za nemeye canke ibindi bintu, narikuba narungitwse n'idini kanaka. Ariko sindabazanira za nemeye kandi sindikondabigisha amadini. Ndiko ndabigisha Ijambo ry'Imana, ari ryo bushobozibw'izuka rya YESU KRISTO bugaragajwe, atari kuri jewe gusa, ariko kuwo ariwewese avyipfuza. Murabona? Kugira ngo u…

159 Muri Bene Data. Si ndi umuntu ahambayenamwe ngo mube abantu batoyi. Twese turi abantu bato mu Mana. Murabona? Turiabana biwe bato. Ntaco tuzi muvyo twategerezwa kumenya. Atumenyesha ibihuyen'ukugomba kwiwe kandi turamushimira ku mihezagiro yashatse kutumenyesha. Kandisinshaka kuyisangiza jenyene, nshaka kuyisangira namwe. Murabona? Nshaka komuvyinjiramwo kandi nshaka ko mwakira ico Kimenyetso. Kandi nimba utarabikora… Benshi muri mwebwe, abenshi murimwebwe muza mwarabikoze. Ariko nimba harimwo muri mwebwe abatarabikora… Murabona? Ndiko mbwira n'abumviriza amakasetinabo nyene, Muratahura. Kandi benshi… si mbwira abari hano mu rusengero,Ndizera ko twese twasohotse. Ariko hari n'aho abantu ibihumbi n'ibihumbibazokwumviriza iyi kaseti. Murabona. Kandi ico… n'igikorwa. Hazobaho umuntuazoyomboka yinjire i yeriko, murabizi, n'ikaseti, kuko dushaka ku… dushakagufata rwa rubuto rwatoranijwe igihe ikaseti izoja hariya, murabona kukouburake bugiye kuza.

160 …tuziko ari Inyonga z'Imana nzima, ivyobigaragaza ko Imana yamuzuye nk'uko Ijamboryayo ryasezeranywe riri: "Hasigaye igihe gito isi ntizosubira kumbona ukundi.Yeriko, Egiputa ntibizoba bikimbonaukundi. Ariko mweho muzombona kuko ngi…" "Jewe" Insigarirazina muvugwa iminsiyose nico vyerekana, murabona. "Nzoba ndi kumwe namwe. Nd'Ikimenyetso. Ukuzukakwanje n'Ikimenyetso. Ibikorwa nkora bizoberekana, bizonyerekana muri mwebwe." "Nkuko vyari mu minsi ya… ya Loti, nikobizoba no mu kuza kw'umwana w'umuntu igihe ubutumwa bw'igihe c'akagorobabuzokwira hose" "Kuko hazobaho umuco nko mu gihe co kukagoroba. Nko mu gihe co ku kagoroba, umuco uzokwaka" Oh! Imana Ihabweicubahiro! Bitumye numva umengo noca mu gitero c'ingabo ngasimba uruhome.Murabona? Murabona? "Nko mu gihe c'umugoroba, hazobaho umuco". Ivyo ni vyo.Umuvugishwa yarabivuze. "Nzoba ndi kumwe namwe. Nzoba ndi mu gihe caLuteri, nzoba ndi mu gihe ca Wisileyi; nzoba ndi mu gihe c'Abapentekoti; Arikonko mu gihe co ku kagoroba, umuco uzokwaka" abanyamadini bazozima buhorobuhorohanyuma Ikimenyetso kizoshirwako. Kandi abo bose bari bafise umutima utarimwoubugunge muri ivyo bihe vyose, ntibazoshikira ugu… ugutunganywa muta… mutarikumwe, ariko muri mwebwe…

161 Ni nk'uko umutwe utegerezwa kuja kuronderaukuguru. Umutwe utegerezwa kuja kurondera ukuboko. Umutwe utegerezwa kujakurondera umutima. Umutwe utegerezwa kuja kurondera umunwa. Murabona? Umutweniwo utegerezwa. Ubu naho turi mu gihe aho ikimenyetso cashizwe hejuru y'umuryango no ku bishimaryango."Kandingo ninabona amaraso ari Yo kimenyetso, nzobarengana." Ngira nyarutse, nyarutse uko nshoboye kwose.Nk'iminota itanu canke cumi tuzoba duhejeje.

162 Ivyo vyerekana ko Imana yamuzuye mu bapfuye. Mbega muravyizera? [Ikoraniro riti: "Amina"-umwanditsi]ubu ni muzima hagati yacu uno munsi. Kandi uwo "Jewe" ni KRISTO; Kandiuwo"Jewe" ari kumwe natwe gushitsa ku mpera y'i… n'ukuvuga ngo kw'iherahazwa,bisigura "Kumpera y'isi" "Nzoshitsa kumpera y'isi" Kukw'Ijambo ryayo ryasezeranyweribivuga. Yarabisezeranye. "Kandi ibikorwa nkora namwe muzobikora." Kuri twebwentabwo ari ibitagira epfo na ruguru. N'Ikimenyetso. N'Ikimenyetso.

163 Twizera ya Maraso yera y'Ikimazi. Twizeraayo maraso YIWE y'Ikimazi, hanyuma atanga… Ayo akaba aduha ubugingoIkimenyetso, Ikidodo c'Isezerano Ryiwe. Mu banyefeso 4:30 havuga ngo: "Ntimubabazeamaraso"? Oya "Ntimubabaze Mpwemu Yera uwo mwa… [Mwene data Branham aciye ahoraareka ngo ishengero ribandanye mwashiriweko "Ikimenyetso"] … Mwashizwe munsiy'Isezerano, mushirwa mu bwihisho…" Muri munsi y'Isezerano. Muri… Ikimenyetso MpwemuYera ni we azoba Ikidodo. Iyo hari ikintu gishizweko Ikidodo imbere mukimenyetso. Vyoba vyiza mutamenye ico Kidodo. Mbere nti mushobora ku kimenanti…, atari Ikimenyetso c'Imana. Oya. Murabona? Kuko muri…"Ntimubabaze MpwemuYera w'Imana uwo mwashiriweko ikimenyetso gushitsa ku munsi w'ugucungurwakwanyu, igihe umubiri uzozurwa."

164 N'imbuto… Ikimenyetso cerekana ko imbutoyasamye inda y'ubugingo budashira "Zowe" ["zowe" n'ijambo ry'ikigirikirisobanura ngo: "ubugingo budashira". Umusobanuzi.]. "Ubugingo bwanje bwite"Kandi nzobuzura ku munsi w'iherezo. Igihe mugenda mufise ukudakekeranya koubugingo bwa KRISTO buri muri mwebwe, kandi ko namwe muri muri We. "Muri Mpwemuumwe twabatirijwe twese mu mubiri umwe, hanyuma dushirwako Ikimenyetso na MpwemuYera" (hagati) mu bizera "gushika igihe YESU azotuzura"

Oh! la la! ShirekoIkimenyetso. Ico ni co bisigura kuri twebwe. Twiteze ko ico kimazi kiduhaubugingo kandi n'uko nyene bimeze. Hanyuma bikaduha Ikimenyetso, hanyumatugashirako Ikimenyetso ari co kidodo gushitsa… kuba… kuba abafise umugabanekuri vyo, ese ingene ari ibiteye igomwe, kuba abafise umugabane, kubatizwa muriMpwemu umwe, muri uwo mu… Mubiri w'inkuru z'akahise zitazwi neza. Mbega iryo jambo narivuze neza ngow'inkuru z'akahise zitazwi? N'umubiri, n'umubiri wo mw'ibanga wa YESU KRISTO.[Mu congereza n'amajambo abiri ahakwa kuvugwa kumwe 'mytical' gisigura ngo:ivy'inkuru z'akahise zitazwi neza, hanyuma 'mystic' risigura ngo: ivyomw'ibanga -Umus.] Murabona, Mpwemu Yera yambwiye ati: “Uriko ubivuga ukutariko”ingene nd'umuntu w'igipfu, ariko yambwiye ati: “Uriko ubivuga ukutariko”.Navyise ngo: “Ivy'inkuru z'akahise bitazwi neza”, ariko n'umubiri wo mw'ibangawa YESU KRISTO, murabona, Umubiri wo mw'ibanga wa YESU KRISTO. Sinke… ntidukeneyekubanza kwiga, dukeneye Mpwemu Yera. Niwe wenyene. Murabona? Ni we wenyene.Egome, murabona, ivyo hari uwo vyari guhava bitsitaza ahantu hamwe,nk'umwigisha, ubu ndizera ko yabitahuye. Umubiri wo mw'ibanga! Vyari kuba ariibindi kuko We ntashobora kuba yaravuze ivyo. Murabona. N'ubu nyene ari ngaha.Ari ngaha nyene imbere. Ari na harya. Ni We nyene. Murabona? Fyuuu!

165 Muri We nta rupfu. Muri We nta gahinda.Muri We nta kudendebukirwa. Muri We nta caha. Muri We nta ngwara. Muri We ntarupfu. Turi muri We! Satani niyagerageza kukuzanira ikintu kanaka nk'ingwara, fatagusa Ikimenyetso cawe ushireko. Ôo! bagenzi! Fata Ikimenyetso caweushireko, vyerekana ko uri icacunguwe na yesu kristo. Ikimenyetso cerekana koikiguzi c'urugendo rwawe carishwe.

Niyakubwirango: “Upfuye, biba biheze” Mubwire uti: “Uribesha. Mfise ikintucacunguwe… Ndi ikintu cacunguwe. Mfise Ikimenyetso.”

“MbegaIkimenyetso n'iki?” We arazi ico ari co. Ntu… ntumufyinishe.We arazi ico ari co. Mwoshobora kuvugana na bamwe muri abo bavugabutumwamugaharira. Ariko Satani we s'uko, we arabizi kubarusha. Murabona? Ôo, Egome. Yaraje kubirwanya kabiri canke gatatu murabizi, aho nihoyakoreye ikosa, igihe yaza kumugerageza. Satani we arazi ivyo uriko uravuga.Mwereke gusa ca kimenyetso, azoca ahunga. Egome.

166 Kuko… None n'ibiki? N'ikintu cashizwekoikidodo. Ntashobora kumena ngo yugurure hanyuma ngo ashiremwo ikintu kitamezeneza. Mubwire uti: “Mva iruhande! NdikoIkimenyetso.” Ôo! bagenzi! Ikintu gishizweko ikimenyetso! Ego mushingantahe! Mwaracunguwe.Mugumize Ikimenyetso hejuru ya kwa kwizera isezerano ryiwe kwanyu kutanyiganyizwa,mwirabire ingene ahunga. “Ugusenga kw'ukwitanga kw'umugororotsi gufise ikimazikinini!” Murabona? Murabona? Fate ico Kimenyetso. Kiri ngaho kubera ivyo.sataniari ngaho kugira ngo abagerageze.

Yarimuri Egiputa kugira ngo abagerageze. Kubera iki, murabizi, Wa munsi Rahabu yashira wa mumaraya… Wa mu maraya aho yamanika wa mugozi, wa mugozi, ndibaza ko bamwe mu basoda bitwengeye bagatwenza abandi bavuga bati: “Urya mukecuru ashaje w'umusazihariya! Yataye ubwenge. Rabe ivyo arimwo hariya ha ha ha! Mwebwe ibintu nk'ivyomwari bwa vyumve? Kubera mwigisha Jones yatubwiye: ivyo nta kamaro bifise.”Ariko vyari bigafise, kuko intumwa ivuye ku Mana yari yazanye ubutumwa kandiyari yabivuze.

167 Mwoshobora kwibaza abanyegiputa bavuga ngo:“Rabe…ndabire ako karwi k'abasazi abo batagatifu bitembagaza hasi iyo Mpwemuabajeko, bariko bashirako Amaraso! Ha, ha! Mbega ntibaza kugira ingorane mukuvyoza babikurako! Ôo bagenzi! Inzu zabo nini nziza zuzuyekoAmaraso! Ôo! Umwanda nk'uwo! Nobamenyesha yuko mu minsi mikeyi bizoba ari bibicane. Ivyo ntaco bivuze, murazi igituma? Data mutagatifu n'ibindi n'ibindiyabivuze.” Ariko vyari bikimaze. Biri n'ico bimaze kuri twebwe tuvyizera.Murabona, Mwibuke gusa kwa kwizera kwanyu kutanyiganyizwa mufise muri iriJambo! Ubu ntimukiri Eva ukundi. Murabona? Nti muri umwe muri bo bakekeranyahanyuma bakumvikana na satani. Mugumya Ijambo iryo ari ryo ryose ry'Imana.Murabona?

Evayavuze ngo: “Ego, Uhoraho niWe Yabivuze!” Satani nawe yavuze ngo: “Ariko vy'ukuriUmwami ntazokora ikintu nk'ico ku muntu mwiza nka we. Ôo,ur'uw'igikundiro cane. Ntazobikora” Egome, azobikora nyene. Yavuze ko Weazobikora. “Ego, data yari umuvugabutumwa. Narabayeumuvugabutumwa” Nta… ntaco nogufasha. Ata kimenyetso uba uheze. Uburake burihejuru yawe, urabona, n'uko nyene udafise Ikimenyetso. Murabona? Egome. Yavuzeko yabikoze, kandi azobikora. Ivyo… ivyo bikuraho ibibazo vyose. Yavuze koazobikora.

“Ôo, Ndizera koiminsi y'ibitangaza…” Egome, ariko yavuze ko atari vyo “uko narindi ejo, n'uno munsi niko ndi, kandi niko nzokwama ibihe bidashira.” Murabona.Uko niko We yerekana kwari. Kuri twebwe turabizi. Kuri bo ivyontibavyizera. Ariko twebwe ivyo turavyizera. Turazi ko ari ukuri. Murabona?

168 Turi muri ivyo, ducika igice c'Ijambo.Hanyuma naho tukakira Ikimenyetso, Mpwemu, tukagishira kw'Isezerano ngo: “Nd'Uhorahoagukiza.” Ubu na ho mwitegurire igikorwa cogusengera abarwaye ku mugoroba. Murabona? Mufate Ikimenyetso, mugishire hejuruy'Ijambo, kuri kwa kwizera kwanyu kutanyiganyizwa muri iryo Jambo; azosohoka!Ico… ico nico kintu kimwirukana. Kuko muri We nta kintu nk'ico kibayo. Ndipfuza ko noshinga intahe gatoyi, kubintu nabonye vyashitse mu ndwi nkeyi ziheze.

Murabona? Murabona? Oh, eseibintu noshobora gushingira intahe! Murazi, Ruka yavuze ngo: "Iyo ivyo YESUyakoze vyose bavyandika mu bitabu, nta… nta bitabu bikwiye vyari kubonekamw'isi vyo kuvyandikamwo." Ivyo nabonye We yakoze mu gikorwa canjegusa, ibitabu nti mwoshobora kubikwiza ngaha imbere. Iyo nandika kimwe kimwecose ivyo nabonye We yakoze mu gikorwa canje gusa, ivyo nabonye yakoze.Murabona? Mu gikorwa canje yakoze vyinshi gusumba ivyo yakoze mu gikorwa ciWe.Mwibuke, yakoze vyinshi, si jewe; We. Ubwiza! Haleluya!

169 Yakoze vyinshi I jeffersoniville gusumbaivyo yakoze I nazareti. Yarabikoze muri kiriya gisagara kibi… Muri iki gisagarakibi. Amana! Imana Ishimwe! Kuko "Ntiyashobora gukorera ibitangaza hariya".Ariko yarabikoze ngaha. Aha yahavuye yinjira. Aha yarahashitse. Hari nahovyamusavye ko yironkera abantu ahandi hantu ariko uko ariko kose ya…yarahashitse. Hanyuma yakoze vyinshi ngaha gusumba ivyo yakoze i… iKaperenawumucanke… canke I Nazareti, muri vyo. Yakoze ibitangaza vyinshi muri iri hemagusumba ivyo We yakoze mu gikorwa ciwe cose kw'isi. Ivyo ni vyo. Yarabikoze.Mbega ni gute ku hasigaye ho mw'isi? Ôo! la la! Ivyo nivyo We yakoze. Mwibuke, Ni "We" yakoze. Sinigeze mvuga ngo: narabikoze, murabona,oya kuko nta vyo nakoze. Nta vyo nakoze. Nta vyo nakoze. Naramukunze We gusahanyuma ndamwumvira, avuze ivyo We yavuze, hanyuma Mpwemu Yera yagiye kuronderaabandi (bantu) hanyuma barizeye ivyo We yavuze. Hanyuma We yaciye akora igikorwa. Nta kindi. Hamwe yodushikana twese ku kuvyizera! Mbega yokora iki ubu nyenehamwe yodushikana twese ku kuyizera muri uno mwanya? Nta murwayi n'umweyosubira kuboneka muri kino gisagara cose. Ivyo ni vyo. Hamwe yoshikana burimuntu wese ku kuvyizera, vyoba biheze. Murabona? Shire Ikimenyetso canyu hejuru ya kwa kwizera kwanyukutanyiganyizwa mw'Ijmbo Ryiwe ryasezeranywe, satani azohunga.

Ubu ngiye kurangiza.

170 Kera Imana yahaye ikindi kimenyetso isi: Wari umunywamazi.Muravyibuka? [Ikoraniro riti: "Amina"umwanditsi] yagumye… yagumye ariumwizigirwa kuri ico Kimenyetso kuko yagitanze ko Ikimenyetso. Ivyo bihumbin'ibihumbi vy'imyaka, ntiyigeze areka kugaragaza ico Kimenyetso. Ivyo si vyo? ["Amen"] Kubera iki? Aracubahiriza. Yaragitanze. Yahaye isi Ikimenyetso koAtazosubira kurimbuza isi umwuzure.Kandi kuva uno munsi, yamye agishira kumugaragaro. Hari ibintu mu kirere bituma uwo munywamazi ubaho. Igihe imvuraiba iriko iragwa hanyuma izuba rigasokoroka, bica biwerekana. Izuba rica ryumishaimvura, hanyuma aca ashiraho umunywamazi ngo yerekane ko ata mazi akwiyeazosubira kugwa kw'isi ngo ayirimbure ubugira kandi. Iryo n'Isezerano ryiWe.N'Ikimenyetso. Yavuze ati: "Nzobiguha bikubere Ikimenyetso."

171 Yarubahirije Ikimenyetso Ciwe. Yarubahirije Ikimenyetso Ciwe muminsi ya Nowa. N'ubu aracacerekana, yarubahirije Ikimenyetso Ciwe muri Egiputa.Yaracubahirije i Yeriko. N'uno munsi aracubahiriza. Azokwama yubahirizaIkimenyetso Ciwe igihe gishizwe ku mugaragaro. Iyo myaka ibihumbi n'ibihumbi yose, yanezerezwa n'ukugaragaza icoKimenyetso. Ntiyigeze acibagira. Ntiyibagira Ikimenyetso Ciwe. Ukw'isiyohinduka kwose, Umunywamazi wamaho, murabona, yubahiriza Ikimenyetso. N'ubu niko We akora, yubahiriza Ikimenyetso Ciwe. Uko Ishengeroryahinduka kwose, ivyo ryokora vyose? Imana Ibandanya yubahiriza IkimenyetsoCayo, vyonyene. Atwereka ko We atazigera areka kubahiriza ivyo akora n'ivyo avuga.Turizera kandi turasonera Ivyo. Ndabisonera.

172 Yitanze ko natwe nyene tugaragaza Ikimenyetso Ciwe ku kwizerakwacu, imbere ya satani n'imitegekere yiwe yose y'ukutizera n'amadayimoni, ko twizera ko Isezerano ryiweari iry'ukuri kandi ko Azokora ivyo yasezeranye gukora. Iryo ni ryo Shengero. Ntibitangaje kubona badashobora kugira ico bashikako nk'ukotuvyita. Mumbarire amajambo nkoresheje. Ntibitangaje kubona ataho bashoboragushika atari ugusubira mw'idini hanyuma bakagira umugwi w'abambaye neza,abantu bigize neza, bazi ubwenge, bize. Ntaho bazokwigera bashika kuko icobashira ku mugaragaro ni : "Ndi Umumetodiste, ndi Umuprespiteriyano" Iconico bari.

173 Ariko abizera bakira Ikimenyetso! Kandi ico YESU yatanguye gukorai Galilaya, Arabandanya agikora n'ubu mu kugaragaza kwiwe Ikimenyetso ca MpwemuYera agaruka kw'ishengero. Kuko ntivyari ibikorwa vy'intumwa ariko vyariibikorwa vya Mpwemu Yera mu ntumwa kandi nico cari Ikimenyetso. Bavuga ko batari kureka kumviriza Petero na Yakobo nk'uko ba… Petero naYohana igihe baca mw'irembo ryitwa " Ryiza ". Babonye ko ari abatize, bashobora kuba bavuga ngo: " 'Hit, henti, tote tiya, tece, kari ' Nashaka kuvuga…". Murabona ? Bashobora kuba bavuga amajamboy'indimburo badashobora gutahura. Bashobora kuba batari bazi gutandukanya, i…ibiharuro vy'ivyanditswe vyera. Ariko ntibaretse kumenya ko bagendanye na YESU.Baragaragaje ico Kimenyetso, kuko Mpwemu nyene yari kuri We imbere y'uko abambwa ku musaraba, niwe yari kuri bo amaze kuzuka. Amen.

174 Ivyo bimugira Abaheburayo13 :8 "YESU KRISTO uko yar'ari ejo n'ubu niko ari kandi niko azokwamaibihe vyose." Uko niko tumenya ko ari muzima. Kubera iki? Tumenya gute ko turibazima? Kuko ari muzima. Kandi ko tuzi ko turi bazima, n'uko turi nkawe kandituri muri We. Kandi yavuze ngo: "Kuko ndiho namwe muzobaho. Ndi umwe, (muvyahishuriwe Yohana) yari yarapfuye, kandi ndi muzima ibihe bitazoshira". Kandiiyo… iyo dupfuye kuri twebwe hanyuma tugacika bazima muri We, ducika bazimaibihe bitazoshira. Kandi ubugingo bwiwe muri twebwe ni nk'ubugingo bw'ikindikintu ico arico cose…Bugaragaza

ico yari Ari. Kandi ivyo bimugira Wa wundinyene ejo, uno munsi n'Ibihe Bidashira. Mbega ivyo vyoshoboka gute igihe bahakana ivyo? Ntimubona? "Ibikorwabipfuye"? Korera Imana nzima, kubw'Isezerano ritazoshira… Nshaka kuvugaIsezerano rihoraho rya Bwa Bugingo bwari mu Maraso ya YESU KRISTO. Ubu nahotubandanye, duheze, je… eeh, nda… tugomba duheze. Murabona, ni mushire kumugaragaro Ikimenyetso c'ubuntu bwiwe, Urukundo rwiwe! Ico Kimenyetsokidashizweko…

175 N'Ikimenyetso. Mbega Ikimenyetso n'iki? Ikimenyetso n'icerekana koumwenda warishwe. Ikiguzi casabwa cararishwe. Ikiguzi c'agakiza kacu rwariurpfu, murabona, kandi nta wundi yari gushobora kukiriha atari KRISTO. Si…s'impwemu y'idini, s'impwemu ya Papa, s'impwemu y'umuntu kanaka canke y'umweranda;Ariko ni Mpwemu wa YESU KRISTO kw'ishengero, n'Ikimenyetso c'uko umwendawarishwe kandi ko yashikije ico cose Imana yasaba, kandi ko twebwe na We turi umwe "Kuri uwo munsimuzomenya ko ndi muri Data, kandi ko Data ari muri Jewe; Ko ndi muri mwebwe namwemuri Jewe" Shirako ikimenyetso! Shireko Ikimenyetso c'ukuza kwiwe. Kuko Weyazutse ngo dutsindanishirizwe, kandi yatuzuranye na We. Kandi ubu twicayeahantu ho mw'Ijuru muri KRISTO YESU, dushize hamwe mw'isangira musiy'Ikimenyetso.

176 Igihe abana b'Isireyeli bari biyicariye ngaho, hanze naho induruzivuga, hanze mw'ibarabara, bo ntaco binona. Ikintu kimwe gusa, kumenya neza koamaraso, Ikimenyetso kiboneka neza. Ico nico kintu conyene dutegerezwa kwitwararika muri uno mwanya.Hariho amarushwa mu… mu nzira bagenzi banje. Kandi nta gihe gisigaye amarushwaagiye guhera. Ivyo murabizi. Murabe neza ko Ikimenyetso kiboneka neza. KandiIkimenyetso ni Mpwemu Yera. "Kuko muri Mpwemu umwe twese twabatijwe mu mubiriumwe. Hanyuma tugirwa abasangira ubwiza bwiwe". Turi mu rugendo tuja i wacu, muGihugu c'Isezerano. Mbega muraMukunda (We) ?[Ikoraniro rivuze riti: "Amen" -Umw.] Murizera Ikimenyetso? ["Amen"] Ni bangahebipfuza kuvuga bati: "Yo Mwene Data Branham, unsengere, kugira ngo nshobore kuzamunsi y'ico kimenyetso" ["Amen"] Twunamike imitwe yacu.

177 Mwami Yesu Wewe urengereje ubuntu, igiheisi yari mu caha ata n'umwe ashoboye kuyitabara, Imana kubw'imbabazi zayo,yarerekanye bitaraba, Ikoresheje ikigereranyo ko hari kuza Ikimenyetso carigushobora gukuraho icaha, atari ukugitwikira gusa, ariko cashobora kugikuraho. KandiYesu yaraje mu gihe casezeranywe. Hanyuma asesa amaraso, ubugingo bwiwe bwite,afata…utugirira ikimazi c'impongano y'ivyaha vyacu, hanyuma We asubirakwiyerekana mu buryo bwa Mpwemu Yera, ubu ari We Kimenyetso gitegerezwakugumana n'Ishengero gushitsa Agarutse. Kuko intumwa Petero yavuze ati: "Isezeranon'iryanyu, n'iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohanagurwa n'umwami Imana yacu." Mwami, Kubw'ubuntu Bwawe, kubwo gutabara kwawe, Ndishuje uwumvawese buno butumwa, ndabishuje Imana. Ndagusavye, Mwami, abo bose bari hano murikano gatondo n'abo bose bazokwumva iyi kaseti. Kandi ni haba hari urubuto ahariho hose, rwatoranirijwe, Mwamikwumva iri Jambo ry'iki gihe ca nyuma… bashobore kuza ubu nyene, biyorohejekandi bicishije bugufi, kandi bashire imiryango yabo munsi y'umusaraba cankebishikane bo nyene nk'imiryango y'ubuntu bw'Imana yabahamagaye. Hanyumabashobore kuzuzwa Mpwemu Yera, bagaragaze Ikimenyetso c'ubugingo bwa Yesu Kristomw'izuka ryiwe, igihe cose bakiri ngaha kw'isi. Biduhe, Mwami.

178 Aya majambo, Mwami, nshobora kuba nayavuze ukudatomoye. Kandinimba ntabikoze, nsenze ngo Mpwemu Yera afate ayo majambo ayabahe mu buryoyategerezwa gutangwa kugira ngo abantu batahure kandi bamenye, ata nzigo.Ubamenyeshe ko urukundo ruhubura kandi bamenye ko ari kubera iki gihe tubayemwo, ukuza kw'umwami kwegereje(cane). Kandi turabona ya matara atukura ariko araka kw'isi yose. Vyerekana koigihe kiri hafi Abantu bashobore kuronka Mpwemu Yera uno munsi nyene! Ndagusavye,kandi ndabazaniye Wewe, Mw'Izina rya Yesu Kristo. Atubere Ikimenyetso igihecose tubaho nk'uko Wabisezeranye ko vyobaye. Biroroshe ku bisaba kuko Wewewasezeranye ko ari ko vyobaye kandi ndazi ko ari ko bizoba. Ni Mw'Izina rya Yesutubisavye. Amen.

Tugume twunamitse imitwe akanya gato.

179 Mfise ukwizera, kandi nizeye nabasengeye uko nshoboye. Nasenzen'umutima wanje wose uko nashoboye gusengera ivyo. Rabe, ndabona yuko, Mbega mwari mubizi? Ibigira cumi n'amashikanwavyanyu nivyo bituma nshobora kuronka ibintunga. N'ukubera munshigikira mwebweaba rino shengero kugira ngo ndonke abo mbwira ubutumwa. N'urukundo rwanyu naza "Amina" zanyu be n'isangirary'abavukana ryanyu. N'amajambo meza muvuga aho muja hose mw'isi, mu ntara zose z'iki gihugu n'amajambo yanyu afashakwamamaza ubutumwa. Ni mwebwe. Dushize hamwe muri ibi, na Kristo. Turi benedata na bashiki bacu, na We ni Umwami wacu. Kandi ndabakunda. Nda… nda…nda…nda, aho ndi, nshaka ko ariho mwoba. Nca mu gihugu cose, kugira ngo ngire ico mbabwira nka kabiri gusa.Ndipfuza cane ko duhurira ngaha mugatondo ku wa mungu. Ndabakunda. Kandi namye ndabakunda. Kenshi hari aho nsangantegerezwa kubabwira ndabakarira cane ariko n'ukubakosora gusa. Murabona, kandisinshaka ko muhusha ibi. Mwebwe… Mwebwe ntimutegerezwa gukora ivyo.

180 Ubu naho, Mwiyoroheje kandi mwicishije bugufi cane, n'umutimawanyu wose, bivuye i bwina muri mwebwe, ni muvyizere. Muvuge muti: "Mwami YESU,muri kano kanya nyene, unkuremwo ibimbamwo vyose bitakubereye, nshobozakwiyambura ubwibone bwanje, ibimbamwo vyose bihindirwe hanze.

Ibitagira ikimazivyose, ukutizera kwose kuri muri jewe, nda… ndabihevye, ubu, Mwami. Ndabitayehanze Reka Mpwemu Yera w'Imana yiyoroheje nk'inuma amanuke muri jewe. Nsha…nshakakubaho ibihe bidashira, Mwami, kandi nsha… nshaka Wewe ko womfasha muri kano kanya. Biduhe, Mana.”

181 Mu gihe muriko murasenga, turaririmba iyi ndirimbo, canketuyiririmbe buhorobuhoro, twese hamwe. Ndamukunda We. Kandi mwibuke, ivyobizanwa n'urukundo, kuko We ari urukundo. Igihe ndambitse ibiganza kuri iyimishwaro, kuko bashobora kuza kuyirondera imbere yo kuri uno mugoroba…

Ndamukunda, Ndamukunda

Kuko yankunze ubwambere

Yandihiye ikiguzi c'agakiza

Ku giti c'ikaruvaliyo

Ndamukunda, Ndamukunda

Kuko yankunze ubwa mbere (ubu muhebere gusa ubugingo bwanyu)

Ku giti… Urukundo, urukundo, mukunde We. Rabe ivyo yabakoreye [Mwene DataBranham aciye atangura kuririmba NdaMukunda-Umw.] Ni kubw'urukundo. Urukundo ruzana ukwubaha. Urukundo ruzana ukwubahaubugenzi. Urukundo ruzana ubukwe. Aho niho dutera tuja, mu Birori vy'ubukwebw'umwagazi w'Intama. Ndumva umukiza wanje ambwira ko na we ankunda.

Nanje nyene! Nda… N'umutima wanyu wose. Ni mwumve ko hariho ikintu kiriko kirinjiramuri mwebwe ciyoroheje. Uwo ni Mpwemu Yera.

Kuko yankunze ubwa mbere

Yandihiye ikiguzi c'agakiza

Ku giti c'Ikaruvariyo

182 Nimba… ndaduza amaboko hamwe n'Ishengero tujane n'indirimbo. Nimbahari icaha nakoze, nimba hari ikibi ico ari co cose nakoze…

Ndiko ndabasengera ubu kandi nisengera. Nimba hari ico nakoze kibi, ntaritse ikiganzandacerekeza kuri Wewe, Mwami vyerekanako nigaye. Ikiganza canje ndacerekeje kuri Wewe, vyerekana ko ntashaka… kontashaka kugira ivyo. Ndazi ko ngiye gupfa, Mwami? Ntegerezwa kuva kuri iyi si,mu buryo bw'umubiri. Nipfuza ku kubona (Wewe), ukuboko kwanje bisigura ngo: “cakireMwami. Nyuzuza Mpwemu. Mpa ca Kimenyetso c'urukundo rwawe kuri jewe, MpwemuYera, azotuma ngira ubugingo bwiyoroheje bw'ubugwaneza, azotuma ngira bwabugingo bwari muri KRISTO; umutima wanje ugurugumbe kubw'abandi. Ntibinkundirako nduhuka ku murango canke mw'ijoro, gushika nshoboye kuzana abenshibashoboka. Mbe nka za ntumwa i yeriko, nje kuri benshi bashoboka kugira ngo ndabeko nobazana munsi y'isezerano ry'Amaraso, munsi y'Amaraso y'Umwagazi w'Intamakugira ngo baronke Ikimenyetso.

183 Murabona, Amaraso areza, Mpwemu n'Ikimenyetsoc'uko Amaraso yashizweko. Murabona? Mpwemu n'ikimenyetso ko Amaraso yashizweko.Amaraso atarashirwako Mpwe… Mpwemu ntashobora kuza. Ariko Amaraso ashizweko,Mpwemu n'Ikimenyetso rero urungikirwa cerekana ko ukwizera Amaraso kwawe kwemewe, Urugendo rwawe rwarishwe.Urugendo rwawe rwarishwe. Nta gisigaye. Urubanza rwaheze. Uri umukristo. Uri uwizera. Kristo ari muri wewe na we urimuri Kristo.

…Yankunze ubwa mbere

Yandihiye ikiguzi c'agakiza

Ku giti c'Ikaruvariyo

184 N'imitima yanyu iciye bugufi imbere y'Imana; umwungere wanyu Mwene Data Neville aze arangize nico ashobora kuvuga. Mwibuke ibikorane kuri uno mugoroba,igikorane co gusengera abarwaye. Muze hakiri kare. Tuza gutangura isaha imwe,nza kuba ndi ngaha imbere y'isaha imwe n'igice. Nivyo ga Mwene Data Neville?[Mwene Data Neville ati: “Ivyo ni vyo” -Umw.] Turaza kugira isangira, murabona,kuri uno mugoroba. Muze! Kuri uno muhingamo, mugume mwiyumvira kuriibi. Nti mureke ubu butumwa ngo bubaje kure. Mwibuke, nti mwigere mureka ububutumwa ngo bubaje kure! Amaraso azoba Ikimenyetso c'uko ubugingobwatanzwe. Murabona? “Kandi ni nabona Amaraso nzobarengana”. Mpwemu Yeran'Ikimenyetso c'uko Amaraso yashizwe ku mutima wawe, kandi n'Ikimenyetso c'ukoAmaraso yashizweko. Nimba atigeze ashirwako, Ikimenyetso ntikizoza. Muratahura?Vuga muti: “Amen” [Ikoraniro rivuga riti: “Amen.”-Umw.] Amaraso ategerezwagushirwaho hanyuma Ikimenyetso kikaza. N'Ikimenyetso c'uko Amarasoy'ugucungurwa yashizweko kandi ko urugendo rwawe rwarishwe. Imana Ibahezagire. Mwene Data Neville.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7